# Abasîzwe Amavuta Mu Gihe C'Iherezo

Jeffersonville, Indiana USA

25 Mukakaro 1965 Mu Gatondo

1 Mwaramutse neza yemwe abaranyumviriza. Reka muri kano kanyatuvugane n'Umwami.

Mana Nkuru, Muremyi w'amajuru n'isi, Watugeneye uyumwanya mu buryo bwa Kimana, muri kano gatondo, kugira tuGusenge…Kandi rekedushobore, Mwami, bivuye i bwina h'imitima yacu, kwihebera rwose ubugombebw'Imana n'igikorwa ca Mpwemu Yera ari muri twebwe, kugira ngo atange ivyoUshaka kutumenyesha. Icipfuzo cacu, n'ukuba Abakristo beza cane n'abaserukizibeza cane baWe. Ubiduhe rero kano gatondo, nk'uko tukwiteze mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen. Murashobora kwicara.

2 [Umuntu umwe avuze ati: "Murakuraho udutambara dusengerwa?"] Ego.

Turanezerejwe cane no gusubira kuba hano muri kano gatondo, mu…mugikorwa c'Umwami Ahambaye. Kandi turanababajwe, n'uko kandi, tudafise ikibanzagikwiramwo abantu, ariko tura…Turaza kugerageza gukora neza cane ukwo dushoboyemuri ubu buryo nyene ibintu birimwo.

Ubu rero benshi barafise udutambara n'imitwaro vyashizwe ng'aha,kugira bisengerwe. Nanje mbaye ndabishira ku ruhande gatoya; atari kuberantavyitayeho, ariko ndabisengera inyuma yo…kenshi nkunda ku…kandi na kanokagoroba, ndaza kubikora muri iki gitondo, nongere ndabikore ku mugoroba, ahokandi nza gusenga hanyuma ndindire Mpwemu w'Imana kubwo gukira. Aho niho nkundagusengera udutambara n'ibindi vyose.

3 Kandi kuvyerekeye imitwaro y'umwihariko, Billy yampaye umwumwe wese muriyo. Hariho iyihakwa gushika amajana atatu, kandi niho nkiva muri birya vyumba.Murabona, nayitoye nihuta, iyo yose nari nshoboye kuronka. Kandi ndaza kuyitahovuba na vuba ukwo nshoboye. Nsinza gushobora kuyitaho yose. Ndaramvura ikiganzagusa, hanyuma nkatora umwe, nkavuga nti: "Mwami, mbega woba ari uyu, woba ariuriya?" Ukwo nyene gusa, kubera yuko, umw'umwe wese, ari uwankenerwa, imitwaroy'ukuri; ikintu ntakekeranya yuko twategerezwa kuganirako twese hamwe. Kandini…Kiretse namba mubizi, rimwe na rimwe Mpwemu Yera arashobora kuvuga yukohariho umwe noba nasomye nawo ukanguma ku mutima. Nca nsubira kuri uyo kandi,nkawuhiga gushika ndawuronse. Mu yindi mvugo, ndayitora ukwo nyene.

4 Ubu rero, tugomba kandi tuvuge, muri kino gitondo, kandi turamutse abobari mu yindi mihingo y'igihugu. Tugomba kuramutsa abantu muri kano gatondo,bafatanijwe natwe biciye kuri terefone, i New York; i Beaumont, muri Texas; iPrescott, muri Arizona; i Tucson, muri Arizona; San Jose, muri California, iConnecticut; i Gainesville, muri Georgia; ni New Albany, muri Indiana; hirya nohino mu gihugu. Turabaramukije mw'Izina ry'Umwami Yesu.

Muri aka gatondo, dufise igitondo ciza muri Indiana. Twararonse imvuramw'ijoro riheze yatumye tugira ikirere gifutse. Kandi tura…Ihema riruzuye canegwose, kandi umwe wese arindiranye ibishika vyinshi, icigwa co mw'Ishure rwok'Uwiyinga. Kandi ndizera kw'imihezagiro yuzuye ubutunzi bwinshi cane y'Imanaiza kuba kuri mwebwe muri ngaha.

Kandi turizera yuko, vuba canehashoboka, tugiye kuronka…uburyo bwo gushobora kuronka, aho twoshobora gushiraabantu bacu bose bari hamwe, birashika kwari musi y'uruhema runini, aho niyumvakoko vy'ukuri ndongorewe kwigishiriza za Nzavya Ndwi za nyuma zivugwa muriBibiliya.

5 Ubu rero, kugira ntidufate umwanya muremure kuri kino cigwa gihambaye cakano gatondo… Narondeye Umwami, ndiyumvira nti: "Noshobora kuvuga iki?" Nzi yukoiki gishobora kuba igikorane cacu ca nyuma turonse. Ukuza kw'Umwami kuregerejecane!

Ndabona, inyuma ya kwa kuvuga ibizoba kwabereye muri California,hariho amazu hariya, n'ibibanza, bitanguye kunyika ku muvuduko w'amasantimeteromirongo irindwi n'atandatu kw'isaha, ibiti vy'amatanga bigaturagurikabivunagurika. Kandi ntibazi ico ivyo bivako. Turi kw'iherezo. Amazu y'igiciroc'ibihumbi ijana vy'amadolare, ariko aranyika. Ndafise incamake y'amakuru kukinyamakuru, amafoto, ayo nizera ko nza kuzana kano kagoroba, nk'uko nipfuzakuvuga ikintu kanaka kur'ivyo kuri uyu mugoroba.

6 Rero kandi, kumugoroba turaza gusengera abagwaye. Muze kuza kuri uno muhingamo, isaha cumin'imwe, isaha cumi na zibiri zuzuye, canke ikindi gihe cose categuwe. Ndibazako tuza gutangura kare, kugira abantu bashobore gutaha hakiri kare, kandimuronke ayo ma karata yo gusengerwa. Kandi tuza kuba turiko turasengeraabagwaye kano kagoroba, Umwami ni Yabigomba.

7 Ubu rero, mpejeje kwiyumvira ndi mu masengesho nti: "Mbega ntegerezwagukora iki?" Nzi k'umunsi umwe nzotegerezwa kwishura ku vyo mvugira aha…Naciyemfata ingingo, canke niyumvise ndongowe na Mpwemu Yera kuvuga muri kano gatondoku buvugishwa, kugira ngo bigire ico bitumenyesheje. Murabona? N'ikintu kanakadutegerezwa ku…Iyo tutamenyeshejwe, hanyuma ikintu kanaka kikaba mu buryobusanzwe, twategerezwa kumenya ico ari co. Mpwemu Yera yarabiduhaye, kugabishaabantu ku bizoza. Murazi, Bibiliya ivuga yuko: "Imana ataco Izokora Itabanjekucereka abasavyi baYo, abavugishwa." Na...n'ukuntu Yesu Yaburiye abantu ku vyaribigiye gushika; ukw'abavugishwa baburiye

abantu, kuvyari bigiye gushika. Natweturakwiye, muri iyi saha ihambaye tubayemwo, kubona igihe tubayemwo, hamwen'ibib-…n'ibigiye kuzoba muri kino gihe. Ni kimwe mu vyigwa bitamenyerewebishoboka ko twoba tumaze kubisoma incuro nyinshi, cankoze ku mutima ku - kukibwiraabantu muri kano gatondo.

8 Ubu rero reka tuzingurure muri Bibiliya zacu muri Matayo ikigabane ca24, umugabane w'Ijambo ry'Imana. [Mwenedata Branham agoroye umuhogo. -Umw.] Murantunga.Nk'uburyo bwo kwu - kwumva icinyegeje inyuma mur'iki gisomwa no mur'iki cigwa.

Ubu rero, tuza kuvyigisha nk'icigwa ca Bibiliya, bukebuke. Nimufateamakaramu yanyu n'urupapuro. Naronse ivyanditswe vyinshi nanditse ng'aha, ivyo -ivyo mushobora kuba mwokwimura. Hanyuma mugende muhira muvyige, kuko iki nink'icigwa co mw'Ishure ryo kuw'Iyinga, kugira ngo dushobore kumenya, nokuburirwa hamwe no gutegurwa kubw'ibihe turiko turabamwo.

9 Mu Butumwa Bwiza bw'Umweranda Matayo, [Mwene Data Branham agoroyeumuhogo. -Umw.] Murantunga. Umurongo wa 24, canke, ikigabane ca 24, ahubwo,dutangurire ku murongo wa 15, nipfuza gusoma umugabane w'Ijambo ryaYo.

Nukw'aho muzobonera ca kizira c'ubuyobe bw'ubugesera,gihagaze Ahantu Hera, cavuzwe na Danieli yavugishwa n'Imana - usoma niyiyubare! -

Ico gihe abazoba bar'i Yudaya baze bahungire ku misozimiremire,

Uzoba ari hejuru - hejuru ku nzu ntaze yururutswe nogusahura ibiri mu nzu yiwe,

Uzoba ari mu mirima ntaz'asubizwe inyuma no gusahuraumutamana wiwe.

Ariko mur'iyo minsi abazoba batwaye inda n'abonsabazobona ibara.

Kandi muze musenge kugira ng'uruhungo rwanyu ntiruzerube mu rushana canke kw'isabato.

Kuko muri iyo minsi hazoba amarushwa ahambaye atigezekubaho kuva kw'itanguriro ry'isi ugashitsa n'ubu, kandi ntazokwongera kubaho.

Kandi iyo minsi iy'itagerurwa ntihorokotse umuntun'umwe; ariko kubw'abatoranijwe iyo minsi izogerurwa.

Ico gihe ni hagira umuntu ababwira, at'Ehe Kristo arihano, canke, at'Ari hariya: ntimuze muvyemere.

Kuko hazokwaduka abigira Kristo n'abigira abavugishwan'Imana, bagakora ibimenyetso bihambaye n'ibitangaza, kugira ngo bazimize n'Abatoranijweiyaba vyari ibishoboka.

Raba ndabibabwiye bitaraba.

Nuko ni bababwira, bat'Eh'ari mu bugaragwa, ntimuzemujeyo; canke, ngw'Ari haruguru mu mpete, ntimuze muvyemere.

Nk'uko umuravyo urabiriza i burasirazuba ukabonekeraiyo rirengera, ni k'Ukuza kw'Umwana w'Umuntu kuzomera.

Ah'umuvyimba uri hose, niho inkona zizokoranira… [Bibiliyay'Umwami Yakobo. -Umw.]

10 Rero, nk'umutwe w'icigwa, nipfuza gufata umurongo wa 24, nshimike canekuri uyo murongo kubw'icigwa cacu co mw'Ishure ryo kuw'Iyinga rya kano gatondo.Rero mwumvirize neza mu gihe tugiye gusubira kuwusoma, kandi.

Kuko hazokwaduka abigira Kristo n'abigira abavugishwan'Imana, bagakora ibimenyetso bihambaye n'ibitangaza, kugira ngo bazimize n'Abatoranijweiyaba vyari ibishoboka.

Ubu rero, nk'umutwe w'icigwa ca kano gatondo, canke igisomwa nakwo, ngombamfate: Abasizwe Amavuta Mu Gihe c'Iherezo.Uyo ni wo mutwe w'icigwa ngomba kuvugako, canke igisomwa: Abasîzwe Amavuta Mu Gihe c'Iherezo.

11 Ndizera ko turiko tuba mu minsi y'iherezo. Ndibaza ko nka kira muntuwese ko...

Umusomyi w'Ivyanditswe, canke mbere u - uwizera, arazi y'uko ubu turikw'iherezo rya kahise k'isi. Nta kamaro kanini ko kwirirwa turakandika, kuberako nta muntu azoba ariho kugira ngo agasome. N'iherezo ry'ibihe. Ryari neza naneza? Ntaho nzi. N'igihe kingana gute kizohera neza na neza, nta n'Abamalayikabo mw'Ijuru bazi uwo munota canke isaha. Ariko twarabwiwe n'Umwami Yesu, yuko,mu gihe ivyo bintu, ivyo turiko turabona ubu, bizotangurira gushika, kuzocatwunamura imitwe yacu kuko ugucungurwa kwacu kuzoba kwegereje. Rero, ico‟kwegereza” bisigura, ntaco nzi. Birashobora gusigura…

12 Nk'uko abanyabwenge bavuze uwundi munsi, ku mboneshakure bariko baravugakuri wa mugaga

munini cane w'amamayili ibihumbi n'ibihumbi kw'isi igiyekunyika. Baramubajije ikibazo bati: "Irashobora kunyika?" Yari Los Angeles muruhande rw'uburengero. Kandi benshi muri mwebwe mwarabonye ukuntubawukurikiranye bakoresheje ivyuma bikwega amasanamu, kandi wadugauca…ugasatura musi ya San Jose, ukabandanya uca muri Alaska, urengana Amazingaya Aleyutina, nka mayili amajana abiri gushika ku kiyaga, ugatera ugarukaumanukana muri San Diego, uzunguruka inyuma ya Los Angeles, ugashika hariya, ukagiraigifuko kininiya.

Kandi izo nyamugigima zose twagiye tugira, zagiye ziterwa n'ibirungavyari musi y'isi yarimwo uwo mugaga uhambaye, nka hariya. Sinibuka izina iryoba - bawita. Ariko ukwo biri kwose, iyo habaye ukwo kunyiganyiga, ni vyo bicabizana izo nyamugigima twagumye tugira imyaka myinshi mu ruhande rw'Uburengero.Ubu rero hasadutse hirya no hino yaho. Hanyuma abanyabwenge bavuze, umwe…

13 Uwo mugabo yabwiye uwund'ati: "Irashobora kuzokwibira?"

Aravug'ati: "Si'irashobora', ariko izokwibira."

Aravug'ati:"Ariko birashoboka ko atari muri uru runganwe rwacu?"

Aravug'ati : "Muminota itanu iri imbere, canke mu myaka itanu iri imbere. Ntituzi neza na nezaryari bizobera."

Mur'iyi ndwi, nararungikiwe incamakez'amakuru ziri ku kinyamakuru: amazu manini manini y'amadolare ibihumbi ijanaasenyerana agasadagurika, abantu bakimuka. Kandi ntibazi ukwo bobihagarika. Ntaburyo buriho bwo kubihagarika. Murabona, Imana Ishoboye gukora ivyo Igomvyevyose, kandi nta muntu n'umwe aYibwira ukwo Ibikora.

Murubakaamazu, murashobora gukora ibintu vy'ubwenge, Imana naYo ni Umuremyi w'Ubwenge.Mbega muzoshobora gute kuYihagarika? Ishoboye guhonya isi muri kano gatondoikoresheje imbaragasa, hamwe Yobigomba. Murabitahuye, Yovuga Ijambo imbaragasazigatangura kubaho, kandi mu mwanya ungana n'igice c'isaha, rwoba ari ururundorupima mayili mirongo ine [Ibilometero birenga 64. -Umus.] uvuye kw'isi,nta…kandi zorya abantu bari ng'aho. Ni Imana. Ikora neza na neza ukwo Ishatse.Irigenga, Yo ubwaYo.

14 Ubu rero,twisunze iri sinzi ry'ivyemezo ryose, kubw'igihe tubayemwo, ndibaza yuko arivyiza kuvyigako no kubicapura, muri iki gihe aho Amashashara yuguruwe, tukabonaneza ukuri kw'ivyo bintu, nk'uko Imana yatubereye Umwizigirwa, kubw'ubuntubwaYo, mu kutwereka ivyo bintu.

Nashaka ko mwihweza ng'aha muri Matayo 24,Yesu akoresha ijambo "Ba Kristo," B-a-K-r-i-s-t-o , "Ba Kristo." SiKristo, ariko "Ba Kristo," mu bwinshi, si muri rudende. "Ba Kristo." Rero,ijambo Kristorisobanura "Uwusîzweamavuta," Kandi rero namba ari "uwusîzwe amavuta," ntazoba ari umwe gusa,ariko, benshi, basizwe, "abasîzwe amavuta." Murabona?

Mu yindi mvugo, iyo akagomba kubisigurakugira dushobore kubitahura birushirije, Yari kuvug'ati: "Mu minsi y'iherezohazokwaduka abasîzwe amavuta, b'ikinyoma." Rero, ivyo biboneka nk'ibitokwigerabishoboka, murabona, aya majambo "abasîzwe amavuta." Ariko raba neza amajamboakurikira gatoya, "n'abavugishwa b'ikinyoma," a-b-a-v-u-g-i-s-h-w-a, mubwinshi.

15 Rero, uwusîzweamavuta, ni "umuntu afise ubutumwa." Kandi inzira imwe gusa ubutumwa bushoborakuzananamwo ni ku muntu asizwe amavuta, kandi uwo na we yoba ari umuvugishwa,asizwe, "hazokwaduka abigisha basizwe amavuta, b'ikinyoma." Umuvugishwa yigishaubutumwa bwiwe. Abigisha basizwe amavuta, abantu basizwe amavuta, ariko bafiseinyigisho y'ikinyoma. Abasîzwe amavuta, "ba Kristo," mu bwinshi; "abavugishwa,"mu bwinshi. Namba rero hariho - Kristo, mu rudende, hategerezwa kubaho kandi"abasîzwe amavuta," abo ubuvugishwa bw'ivyo bobaye bariko barigisha bwobayebutandukanye, kuko ari abasîzwe amavuta, basizwe.

16 Muri aka kanya,ni icigwa c'amiga yo ku munsi w'Iyinga, tugomba tu - tugerageze kuvyerekananeza, dukoresheje Ivyanditswe, tudakoresheje ico umuntu kanaka yabivuzeko,ahubwo neza na neza dusoma Ivyanditswe. Murashobora kuvuga muti : "Ivyovyoshoboka gute? Abasîzwe amavuta boshobora…? Bari bande?"

"Ba Kristo," B-a-K-r-i-s-t-o. "Ba Kristo basizwe amavuta, hamwen'abavugishwa b'ikinyoma." Abasizwe amavuta, ariko b'abavugishwa b'ikinyoma!

Yesu yavuze ko, "Imvura igwa ku bagororotsi no ku banyavyaha."

Muri aka kanya, umuntu yoshobora kumbwir'ati: "Urizera ko iryo sigwariri kuri abo bantu kwari isigwa rya Mpwemu Yera?" Egome, mushinganta, MpwemuYera w'ukuri ari ku muntu, ariko naho biri ukwo bakaba ar'ab'ikinyoma.

Ubu rero mwumvirize neza kandi murabe ico yavuze: "Kandi bazokwerekanaibimenyetso n'utwumiza,

ku buryo vyozimije n'Abatoranijwe, iyaba vyari ibishoboka.”Kandi barasizwe amavuta na Mpwemu Yera w'ukuri. Ndazi y'uko ibi vyumvikanank'ivy'ubujuju, ariko turaza gufata akanya tubisigure dukoresheje Ijambo,kw'ari UKU NIKO UHORAHO AGIZE, mu buryo bunengesereye, Ukuri.

17 Reka rero ubutuzingurure muri Bibiliya zacu, mu kanya gatoya, muri Matayo ikigabane ca 5, duce duhera ku - ku murongo wa 45, tubibone rero, ukwo tuza gusoma muri ibiVyanditswe mu kanya gato. Hanyuma, nitwamara gushik'aho, koko, turazakubaha…Rero mwebwe, ni tutashobora gusoma vyose, murafise Bibiliya zanyu; rero -reo murashobora kubisoma inyuma y'aho tuzoba twavuye ng'aha hanyuma mu gataha,no - n'ugusoma ico Bibiliya ibivugako.

18 Ubu rero, turafata umwanya wacu, kugira dutahure u — ukuri shimikiro, kubera ndiko mvuga amajambo atangaje. Mpwemu Yera Yoshoboragute gusiga umwigisha w'ikinyoma? Ariko ni ko Yesu yavuze ko vyobaye.

Rero, Matayo, ikigabane ca 5, umurongo wa 45. Tuhasome. Dufate,dutangure i - imbere y'aho gatoya, ku 44.

Ariko Jeho ndababwire: mukunde abansi banyu, muhezagire ababavuma,mugirire neza ababanka,… musengere ababagirira nabi n'ababahama,

Kugira ngo mube abanaba So wo mw'Ijuru, kukw'Atuma izuba ryiWe rirasira ababi na…abeza, kandi Ahaimvura abagororotsi na…abagabitanya. (Imvura igwaku beza no ku babi.)

19 Ubu rero, mu gukurikiza ivyo, n'ubundi buvugishwa buhuje n'ubwo, rekaubu tuzingurure mu Baheburayo ikigabane ca 6, kubw'uyu murongo ukurikirawunganira kuri ivyo, aho Paulo yibutsa vya bindi nyene Yesu yavuga. Ni Pauloariko aravuga ubu. Mu kanya mukiriko muraharondera…Kandi na mwebwemunyumviririza ku nsamirizi, tora Bibiliya zanyu ziri impande yanyun'agapapuro, hanyuma mugende kubisuzuma. Abaheburayo, ikigabane ca 6, Pauloyandikira Abaheburayo, abereka ibitutu n'ibigereranyo, abakura mu nyigishoz'Abayuda abajana mu vya Gikristo, abereka ukwo ibintu vyose vya keravyagereranya neza na neza, ivyari bigiye kuzobaho. Ni Paulo ariko aravuga aha,Abaheburayo 6.

Nuko rero turenganeivyambere vya Kristo (K-r-i-s-t-o, mu rudende), dushike ku vyo gutunganywarwose, twoye gusubira gushiraho itanguriro ryo kwihana i…ibikorwa vy'impfagusa,no kwizera Imana,

no…kwigisha ivyokubatizwa n'ivyo kurambikwakw'ibiganza, n'ivyo kuzuka kw'abapfuye, n'ivyo gucirwakw'itekakw'Ibihe Bidashira.

Imana ni yabikunda turagenza durtyo.

Kuko abamaze kwakirwa n'Umuco,bagatamira Ingabire iva mw'Ijuru, bagasangira Mpwemu Yera,

Ngomba ndabasabemurabe neza mugavye gatoya. Mwabibonye? Ni “ ya Ngabire”; kandi si “za ngabire,bagasangira ingabire ziva mw'Ijuru”; ariko, “Ingabire iva mw'Ijuru,” mu rudende;“Kristo”, mu rudende; “Ingabire,” mu rudende.

…Ingabire iva mw'Ijuru, ba…gasangira MpwemuYera,

bagatamira I…jambo ryiza ry'Imana,…(batamiyeiki?) …Ijambo ry'Imana, n'ububashabwo mu Gihe kizoza,

maze bakagwa bakabivamwo, ntibishobokagusubira kubahindura basha ngo bihane: kuko bongera kwibambira Umwana w'Imana,bakamutetereza ahibonekeza.

(Mwumvirize) Indimiro…zinyoye imvura yaziguyeko kenshi,iyo zimezemwo ibirimwa bikwiye abazirimiwe, zironka umugisha w'Imana.

Ariko iyo zimezemwo imikere n'ibitovu,ziba zisivye, ziba zisigaje gatoya zikavumwa, iherezo ryazo n'uguturirwa.

20 Ubu rero, ivyo twongere tubigereranye na Matayo 5:24. Raba neza, Yesuavuga imvura n'izuba biza kw'isi, kandi Imana Ibituma gutegura ibifungurwahamwe n'ibindi vyose, ku bw'abantu bo kw'isi. Kandi imvura yatumwe kubw'ibifungurwa,ivyatsi. Ariko ugwamfu, ivyatsi bibi, kuko bisanzwe biri mu murima, bironka yamvura nyene. Ya mvura nyene ituma urugano rukura ni yo mvura nyene itumaivyatsi bibi bikura.

21 Es'ukuntu nigishijwe kuri ivyo igihe kimwe, igihe nahura ubwa mbere n'Abapentekote!Kandi cari icigwa gihambaye kuri jewe. Nabonye abagabo babiri, umwe…Sinaribwigere numva ukuvuga mu ndimi. Umwe yavuga mu ndimi, uwundi na we akazisobanura,bakuranwa. Kandi bavuga ukuri, bakavuga bati: “Hariho benshi ng'aha bazakwihana muri kano kagoroba. Hariho abagabo n'abagore, abo bose.” Kandi abantubaca bahaguruka bakagenda ku gicaniro.

Ndibaza nti: “Es'ukuntu ari vyiza!”

22 Niho rero, na ya ngabire yanje ntoya ya Mpwemu Yera, navuganye n'abobagabo, gusa, murabizi, mu kumenya amabanga ari mu mitima, uburyo buto gusa bwokumenya. Kandi umwe muri bo yari Umukristo w'ukuri, umukozi w'ukuri wa Kristo,uwundi nawe yari indyarya. Kandi umwe muri bo, uyo yari indyarya, yabanan'umugore w'imishatsi yirabura, akagendana n'uwufise imishatsi isa n'umujumbukandi yari yaramuvyayeko n'abana.

Koko, vyari neza na neza nk'aho imbere mw'iyerekwa; ntivyari gushoboraguhakanwa. Kandi nanje narabimubwiye. Yarandavye aca aragenda atera aca impandey'inyubakwa.

23 Aho rero, naracanganikiwe cane rwose. Nari niyumviye ko naje mubamarayika, mu nyuma ndibaza ko ntoba ndi hagati mu badayimoni. Ivyo vyoshobokagute? Sinashobora kubitahura. Kandi mu myaka myishi, naririnze kugira icondabikozeko, gushika umunsi umwe aho…

George Smith, umuhungu agendana n'umukobwa wanje, ejo twaragiye hamwehari urusyo rwa kera, aho nja gusengera.

Kandi maze kumarayo iminsi ibiri, Mpwemu Yera Yarangarukaniye icoCanditswe: “Kuko imvura igwa kw'isi kugira ngo imereko ibirimwa, ariko amahwan'ibitovu bikabeshwaho n'iyo mvura nyene, kandi amahonero yavyo ariuguturirwa.” Bibeshwaho na ya sôko nyene y'ubuzima y'Imana. Rero ndatahura yuko,“Ku vyo,” Yesu yavuze ati: “Muzobamenyera ku vyo bama.”

24 Rero, imvura igwa ku bimera mu mashamba yo kw'isi, ni ikigereranyoc'Imvura ya Mpwemu itanga Ubugingo Budashira, igwa kw'Ishengero, kuko tuyitaimvura y'agatasi n'imvura y'urushana, isutswe na Mpwemu Yera, kw'Ishengero ryaYo.

25 Murabe neza, ni ikintu kitamenyerewe cane ng'aha. Murabona? Igihe izombuto ziguye mw'ivu, ukwo zojayo kwose, zari zisanzwe ari amahwa. Ariko haryaurugano rwaguye mw'ivu, canke ibirimwa, vyari bisanzwe ari ibirimwa. Kandi kirakirimwa cama ivyaco, ukwo nyene, vyerekana ko cari mu nkomoko yo ku ntango.

“Kandi bazozimiza n'Abatoranijwe iyaba vyari ibishoboka,” kubera baronkaya mvura nyene, wa muhezagiro nyene, bakerekana vya bimenyetso nyene, twatwumiza nyene. Murabona? “Bazozimiza, canke bozimije n'Abatoranijwe iyabavyoshobotse.” Rero igitovu ntigishobora kwibuza kuba igitovu, kandi n'uruganontirushobora kwibuza kuba urugano; ni ico Umuremyi wa buri kimwe cose yashinzemu ntango. Ni Abatoranijwe. Ya mvura nyene.

26 Izuba riseruka mu gatondo, rigakwira kw'isi yose, nk'ukwo ribigira kuriiyi si no mur'iki gihe tubayemwo. Kandi izuba, rya zuba nyene riseruka mubuseruko ni ryo zuba nyene rirengera mu burengero. Kandi iryo zuba ritumwakweza intete ziri mw'isi, izo imibiri yacu ikozwemwo.

27 Tubeshwaho n'ibintu bipfuye. Nibwo buryo bumwe gusa mushobora kubaho.Rero namba ikintu kanaka gitegerezwa gupfa iminsi yose kugira mubeho, mu buryobw'umubiri, mbega s'ukuri ko namba I - imibiri yanyu itegerezwa kubeshwahon'ibintu bipfuye, mu buzima busanzwe, rero mutegerezwa kuronka Ikintu gipfa, muburyo bwa Mpwemu, mu gukiza ubuzima bwanyu bwa Mpwemu. Kandi Imana Yahindutseikintu, umubiri, Irapfa kugira ngo dushobore kubaho. Nta shengero ririho, ntan'ikindi kintu na kimwe coshobora kugukiza kiretse Imana. Ni co kintu kimwegusa kibabeshejeho.

Ubu rero, ni mukurikirane Ivyanditswe. Yesu ni Jambo. “Ubwa mbere nambere Jambo Yariho. Kandi UWo Jambo Yambaye umubiri Abana natwe. Ubwa mbere nambere Jambo Yariho, kandi UWo Jambo Yahoranye n'Imana. Kandi UWo Jambo Yambayeumubiri, Abana natwe.” “Kandi umuntu ntazotungwa n'umutsima gusa,” mu buryobw'umubiri, “ariko ni kubw'Ijambo ryose rivuye mu kanywa k'Imana.” Reromurabona, tubeshwaho n'Ijambo, na ryo ni Imana.

28 Nuko rero, izuba riraza rikeza urubuto. Kandi, ntirishobora kurwezarimwe na rimwe. Ukwo rutera rurakomera, rukaguma rwera, gushika aho ruba umushiwuzuye.

Uno munsi, ni kobimeze kw'Ishengero. Ryatanguye mu bwanabwaryo, hariya mu gihe c'umwijima, aho ryari riri mw'ivu. Ubu rero ryakuzerirashika mu gukomera. Kandi turashobora kubibona, mu buryo butunganye, ukuntu Imanaicishije mu vyaremwe Yama…

Ntimugahungabanye ivyaremwe. Iyo ni yo ngorane ihari uyu munsi. Turateraamabombe, na hariya mu biyaga, tukayisambura twongera tuyishwanyaguza amabomberuhonyanganda. Muguma gusamuhomvagura ibicafu, mubitereramwo. Muciye ibiti; ibihuhusi bizobashikira.Mugomeye uruzi; ruzosesa.

Mwaterezwa kuronka inzira y'Imana yo gukora ibintu kandi mukayigumamwo.Twashize abantu mu madini yo mu mashengero hamwe n'amashirahamwe yitunganije;ni murabe ico twaronse. Ni mugume mu nzira Imana yatanze.

29 Ariko, murabona, “Irungika imvura,” dusubire ku cigwa cacu, “kubagororotsi n'abanyavyaha.” Yesu arababwira aha rero, muri Matayo 24, yukocobaye ikimenyetso mu gihe c'iherezo.

Rero, nimba ico kimenyetso comenyekanye gusa mu gihe c'iherezo, n'ukohobaye ari inyuma y'Iyugururwa ry'Amashashara Ndwi. Murabona? N'ikimenyetsoc'iherezo. Ivyo vyobaye, igihe ivyo bintu vyoshitse, hobaye ari mu gihec'iherezo. Kandi kizoba ari ikimenyetso, rero, kugira ngo Abatoranijwentibagire ugwijiji kuri ivyo bintu. Murabibona? Kandi, bitegerezwa guhishurwa, bigashirwa ahagaragara.

30 Nimurabe neza, ivyo bibiri vyose, ingano hamwe n'ivyatsi bibi bibeshwahona rya Sigwa nyene rivuye mw'Ijuru. Ivyo bibiri vyose birarinezerererwa.

Ivyo ndavyibuka, nsubiye kwisunga kuvyabaye wa munsi hariya i Green'sMill. Na - nabonye iyerekwa riza. Kandi hariho isi yagutse, kandi yose yariirimwe. Hanyuma, ubwa mbere na mbere haca haza Umubivyi. Ngomba kubishiraimbere yanyu. Murabe uwuza ubwa mbere, n'uwumukurikira. Kandi uwo Mugaboyambaye impuzu zera araza kuri iyo si, abiba imbuto, hanyuma mu nyuma Yiwe,haza umugabo yambaye ivyirabura, aboneka nk'uwihishahisha cane, yinyegezainyuma Yiwe, abiba ivyatsi bibi. Hanyuma ivyo bibaye, ni ho nabona rero ivyovy'imburwa bibiri bimeze. Bimaze kumera, kimwe cari urugano ikindi na co cariicatsi kibi.

Imvura ica iratara, ivyo rero,vyaboneka nk'uko, vyunamitse imitwe yavyo vyompi, biririra imvura. Hanyuma hacahaza igicu kinini hejuru y'isi, imvura iragwa. Nuko urugano rurahagurukaruravuga ruti: “Imana ishimwe! Imana ishimwe!” Ivyatsi bibi navyone birahagurukabirasemerera biti: “Imana ishimwe! Imana ishimwe!” Imyimbu isa. Ivyo bibiri vyompivyariko birapfa, vyose biriko birahona. Urugano rero, ni ho rwaciye runyoterwa.Kandi kubera hari mu murima umwe, mw'itongo rimwe, mu kibanza kimwe, musiy'ikibivomera kimwe, urugano rwarameze n'urwamfu ruramera bitumwe na ca kintukimwe nyene. Raba neza, ya mazi nyene y'isigwa ameza urugano, ameza n'icatsikibi.

31 Umwe Mpwemu Yera nyene asiga Ishengero, akabaha agashako ko gukizaimishaha, akabaha ubushobozi bwo gukora ibitangaza, agwa ku babi co kimwe no kubeza. Umwe Mpwemu nyene! Rero, nta bundi buryo woshobora kubikoramwo hanyumango utahure Matayo 24:24. Yavuz'ati: “Hazokwaduka ba Kristo b'ikinyoma,”b'ikinyoma, abasîzwe amavuta. Basizwe amavuta na ca Kintu c'ukuri, ariko ariabavugishwa b'ikinyoma baCo, abigisha b'ikinyoma baCo.

Ni igiki cotuma umuntu ashaka kuba umwigisha w'ikinyoma w'ikintu cariUkuri? Aho rero, turaza gushikira ikimenyetso c'igikoko mu minota mikeya, kandimuraza kubona kw'ari idini. Murabona? Abigisha b'ikinyoma, uwusîzwe amavutaw'ikinyoma. Ba Kristo basîzwe amavuta, ariko b'abigisha b'ikinyoma. Ni bwoburyo bumwe gusa mushobora kubibona.

32 Nk'uko ng'aha muminsi iheze, ibi nari nabivuze. Ntegerezwakubivuga kubera badukurikirana hirya no hino mu gihugu. Umunsi umwe narikomvugana n'umugenzi wanje, mu kibanza aho ibi biriko birumvirizwa muri kanogatondo, muri Arizona. Kandi yar'afise u…umurima w'ivyamwa. Aho yarahafisen'igiti cari ic'umucungwe kikama amapampirimusi, indimu, amamandarine, amatanjelo.Kandi ndibagiye ubwoko bungahe bwari kuri ico giti kimwe. Nca mbwira u -u -wamugabo, ndavuga nti: “Ivyo bimeze gute? Iki giti ni ubwoko ki?”

Aravuga ati: “Igiti, ubwaco, ni igiti c'umucungwe.”

Ndavuga nti: “Vyagenze gute none kugira cameko amapampirimusi? Kuberaiki camyeko indimu?”

Aravug'ati: “Vyometso kuri co.”

Ndavuga nti: “Ndabibona. Ego, rero,” ndavuga nti: “Rero, mu mwaka uzaigihe ico giti kizotanga uwundi mwimbu w'ivyamwa,” vyose bikunda kwerera mugihe nka kimwe, ndavuga nti: “Aho rero, kizoca cama imicungwe gusa. Namba ariigiti c'umucungwe, kizokwama imicungwe, si vyo ga mushinganta?”

Aravuga ati: “Oyaye mushingantahe. Ishami ryose ryometseko rizokwamaubwoko bwaryo.”

Ndavuga nti: “Ushaka kuvuga ko iryo shami ry'indimu rizokwama indimu zivuyemuri ico giti c'umucungwe?”

Aravug'ati: “Egome mushingantahe.”

“Ipampirimuusi izokwama amapampirimusi iyakuye mu giti c'umucungwe?”

Aravug'ati: “Egome mushingantahe. Ni ubwoko bw'ishami ricometseko.”

Ndavuga nti: “Imana ishimwe!”

Aravug'ati: “Ushatse kuvuga iki?”

Ndavuga nti: "Ikindi kibazo kimwe. Mbega, ico giti c'umucungwekirashobora kuzokwigera cama imicungwe kandi?"

Aravuga ati: "Mu gihe conaga irindi shami." Mu gihe conaga irindi shami,atari mu gihe umuntu kanaka yoryomekako. Ariko, vyose ni ivyamwa, kandibibeshejweho n'ubuzima bwaco buri muri ico giti c'ivyamwa.

33 Ndavuga nti: "Ng'ivyo rero! Metodiste izokwama Abametodiste, igihe cose.Batiste izokwama Ababatiste, igihe cose. Katolika izokwama Abakatolika, igihecose. Ariko Ishengero ry'Imana nzimarizokwama Kristo guhera mu mizi, igihe cose Ijambo ni ryongera kugira irindishami ryaryo bwite."

34 Rero, murashobora kuryomekako, murabona. Ipampirimusi yose, indimu yose,itanjelo ryose, mandarine yose, icamwa ico coba kiri cose, kimwe cose muri vyokirashobora kuba muri ico giti; ariko kikama intahe y'ikinyoma y'ico giti,kibeshejweho n'ico giti. Murabibona? Bibeshejweho kandi bigakuzwa na bwa buzimanyakuri bw'ico giti.

Rero, hariho Matayo 24:24, babeshejweho na bwa Buzima nyene, ariko s'ab'ukuri,kuva mu ntango. Bariko bashingira intahe y'ikinyoma ico Giti! Ni igitic'umucungwe, ariko kikama ivyamwa bitandukanye. Kandi baravuga bati: "Irishengero, iyi dini iriko ishingira intahe Kristo." Kandi rifise umubatizow'ikinyoma, intahe y'ikinyoma y'Ijambo, rigerageza kuvuga y'uko ububashabw'Imana bwari ubw'intumwa gusa?

Yesu, We nyene, Yavuz'ati: "Ni mugende mw'isi yose mwigishe Ubutumwa Bwizakw'ishami ryose rizo… igiti kizonaga, ishami ryose rizoba riri kuri ico giti.Kandi ng'ibi ibimenyetso bizokurikira amashami nyakuri." Hehe? Mu gihe cosekizoba ari Igiti, mu gihe cose kikinaga amashami, gushika ku muhero w'isi."Bazosenda abadayimoni mw'Izina ryanje; bavuge mu ndimi zishasha; bazofatainzoka; banywe ibintu vyica; bazorambika ibiganza kubagwaye, bakire." Murabonaigihe tubayemwo? Murabona ivyo Yesu Yavuze?

35 Mwibuke, ivyo vyari mu gihe c'iherezo, atari hariya inyuma kwa Wesleyn'inyuma hariya. Rero, mu gihe c'iherezo, ivyo ni ho vyoshitse.

Ubu rero mwihweze neza Ivyanditswe; reka Bishinge intahe. Yesuyavuz'ati: "Murasuzuma Ivyanditswe, kuko muri Vyo, mwiyumvira canke mwizera, komufise Ubuzima Budashira, kandi ari vyo nyene biNshingira intahe." Mu yandimajambo, hamwe iki giti cokwongera kunaga irindi shami…"Jewe Ndi Umuzabibu,Igiti; mwebwe muri amashami. Uwunyizera, ibikorwa Nkora azobikora na we."Yohana Mweranda 14:12.

36 Rero, "Uwuguma muri Jewe, uwo a…uwo yari mu mizi Yanje kw'itanguriro."

Ni co gituma Yesu Yari vyose Umuzi n'Umunago wa Dawidi. Yariho imbere yaDawidi, muri Dawidi, n'inyuma ya Dawidi, vyose Umuzi n'Umunago wa Dawidi; rwaRunyenyeri rwo mu Gaturuturu, rya Roza ry'i Sharoni, ca Shurwe ryo mu Biyaya,Alufa na Omega; Data, Mwana, na Mpwemu Yera. "Muri We ni ho haba ukunengeserakw'Ubumana mu buryo bw'umubiri." Vyose Umuzi n'Umunago wa Dawidi!

"Uwuri bwa Buzima bwatoranijwe, bwa Buzima bwategekanijwe kuva kera burimuri Jewe," na We ni Jambo, "uhereye mu ntango, niyaza, azokwama ivyamwa Vyanje."Yohana Mweranda 14:12.

Ariko abandi bazobeshwaho n'ico kintu nyene biyita Abakristo n'abizera."Si abo bose bavumereza ngo: 'Mwami, Mwami,' bazokwinjirayo."

Rero, ivyo vyoshitse kandi vyogaragaye mu minsi y'iherezo, "igiheamabanga y'Imana yoherahejwe," nk'uko tuza kubibona mu kanya kari imbere.

37 Ibi biti, umuzabibu w'ukuri n'umuzabibu w'ikinyoma! Mwaranyumvisendabivugako Ubutumwa, haraciye imyaka myinshi, ukuntu vyakuriye hamwe.Tukabizana ku bantu kandi tukerekana, duhereye kuri Kayini na Abeli, imizabibuibiri yahuriye ku gicaniro; abo bompi ar'abasenzi, abo bompi basizwe amavuta, abobompi bakeneye Ubugingo, kandi basenga Imana Imwe. Ariko umwe yaranswe, uwundinawe aremerwa.

Rero uburyo bumwe gusa uwo yemewe yoba yarakozemwo ikintu gitandukanyen'ica murumunawe: yari yabihishuriwe. Kuko Bibiliya yavuz'iti: "Kubw'Ukwizera…" Abaheburayo, ikigabane ca 11, "Ukwizera ni kwo kwatumye Abeli ahaImana ikimazi kiruta ica Kayini, ni ho Imana yashinga intahe ko yariumugororotsi."

Yesu, Yavuze ko yar'impishuro ya mpwemu y'ico Yari Ari! "Abantu bavugango Ndi nde, Jewe Umwana w'Umuntu?"

Aravuga, Petero aravuga: "Uri Kristo, Umwana w'Imana Nzima."

"Urahiriwe, Simoni - Simoni, mwene Yona; inyama n'amaraso si vyobibiguhishuriye. Data Wo mw'Ijuru ni We Abihishuye. Kuri urwo rutare NzokubakakoIshengero Ranje," (iki?) impishuro y'ukuri y'Ijambo. Ng'uyo umuzabibu w'ukurikandi. "Abeli, kubw'ukwizera!"

Muravuga muti: "Ntiyari impishuro."

38 Ukwizera n'iki? Ukwizera ni ikintu uba wahishuriwe; kitaraba, arikowizera ko kizoba. Ukwizera ni uguhishurirwa ubugombe bw'Imana. Rero,kubw'uguhishurirwa!

Kandi amashengero uyu munsi nta n'uko yizera uguhishura kwa Mpwemu. Bizerainyigisho z'imitegekere n'imigwi kanaka. "Ukwizera ni kwo kwatumye Abeli ahaImana ikimazi kiruta ica Kayini, ni ho Imana yashinga intahe ko yariumugororotsi." Amen. Ndizigiye ko mubibona. Murabona aho turiko turaraba?Murabona igihe?

Nariko mvugana n'u- umushingantahe umwe, nta gihe giheze, Umukristo yizekandi abushitse. Aravug'ati: "Mushingantahe Branham, twebwe turahakana impishuro zose."

39 Ndavuga nti: "Aho rero, mutegerezwa guhakana Yesu Kristo, kuko ari Wempishuro y'Imana, Imana Yihishuye mu mubiri w'umuntu." Hamwe mutobibona, mwobamwarazimiye. Yesu yavuz'ati: "Nimutizera ko Ndi We, muzopfira mu vyaha vyanyu."Ni We mpishuro y'Imana, Mpwemu w'Imana yihishuye mw'ishusho y'umuntu.Mudashoboye kuvyizera, muzoba mwarazimiye. Mumugira uwa gatatu, uwa kabiri,canke uwundi muntu hambavu y'Imana, mwarazimiye. "Mutizeye ko Ndi We, muzopfiramu vyaha vyanyu." Impishuro!

40 Ntibitangaje kuba batashoboye kuMumenya. "Nta wushora kuza kuri JeweAtari Data amukweze. Kandi abo Data bose yampaye," mu mizi, "bazoza kuri Jewe."Murabibona? Murabitahura? Ôo, es'ukuntu twategerezwa kuMukunda, kuMusenga,kuMuhimbaza; kubona ivyamwa vya Mpwemu mu minsi y'iherezo, na ca Giti c'Umugenikiriko kirera mu gihe gihereza!

41 Umuzabibu w'ukuri hamwe n'umuzabibu w'ikinyoma, vyompi bifise isigwarimwe. Amazi abirwako vyompi. Ntibitangaje kuba Yaratugabishije ati: "Vyozimijen'Abatoranijwe iyaba vyoshobotse."

Nimurabe neza, birasa. Bisizwe amavuta kumwe. Ariko murabe neza, "Kuvyamwa vyabo…" Uzobimenya ute?

Umenya gute yuko uyu atari umucungwe? Kubera wamye ipampirimusi. Iryoshami rimeze neza, ririko riba mu giti, ariko ryamye ipampirimusi. Si co kimwen'irya mbere.

Iyo rero ishengero rivuze ko "bizera Yesu Kristo wa Wundi nyene, ejohahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose," hanyuma bagahakana Ububasha bwiWe,bagahakana ibikorwa vyiWe, bagahakana Ijambo ryiWe; iyo -iyo…Ishengero ryizeraYesu Kristo, rizokora ibikorwa vya Yesu Kristo, rizogira Ubuzima bwa YesuKristo. Kandi bitabaye ukwo, ntaco bimaze namba ubwo Buzima bwoba burikoburasukwa muri ryo, namba ritatoranijwe, uhereye mu mizi, rizokwama ipampirimusi,igihe cose, canke ikindi kintu. Ariko nimba ari bwa Buzima bwatoranijwe, mumizi, buzokwama Yesu Kristo wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'IbiheVyose, nimba ari Ijambo risokotse riva mu Muzi. Na We, ni Umuzi, intango y'Ibihe.

42 Nimwihwezeneza, ariko ni ivyo vyama bikubwira itandukaniro ryavyo. "Kuvyamwa vyabo," Yesu yavuz' ati: "muzobamenyera." "Umuntu ntiyokwamura inzabibuku bitovu," naho ico gitovu coba kiri neza na neza mu ruzabibu. Ivyo vyoshobokaariko kizomenyekanira ku vyamwa.

Mbega ivyamwa ni iki? Ijambo, ku…ivyamwa vy'igihe. Ni ico biri,inyigisho zabo. Inyigisho z'iki? Inyigisho z'igihe, iki gihe. Inyigisho z'umuntu,inyigisho z'idini, ariko, canke Ijambo ry'Imana ku bw'igihe.

Rero, umwanya uragiye cane, ivyo twoshobora kubimarako umwanya utarimuto. Ariko ndizera ko mwebwe abari hano, ndizera kandi yuko na mwebwe abarihirya no hino mu gihugu, mushobora kubona ico ndiko ndagerageza kubabwira, kukonta mwanya muremure dufise wo kubigumako.

43 Ariko mwategerezwa kubona ko isigwa rija kubatagororotse, abigishab'ikinyoma, rigatuma bakora neza na neza ivyo Imana yababwiye kudakora; arikobazobikora, ukwo biri kwose. Kubera iki? Ntiboshobora kuvyibuza. Igitovucoshobora gute kuba ikindi kintu kiretse kuba igitovu? Ntaco bimaze ukwo imvuraikivomera yoba ari nziza, gitegerezwa kuba igitovu. Ni co catumye Yesu avuga ko"bizoba vyegeranye cane, ko vyohenze n'Abatoranijwe," bari mu mizi, "iyabavyoshobotse," ariko ntibishoboka. Urugano ntaco rushoboye gukora kiretse kwamaingano; ni ico gusa rushoboye kwama.

44 Mwitegereze neza. Imana si Yo nkomoko y'ukwitunganya. Umugwanizi ni we nkomokoy'ukwitunganya. Narabishize ahabona nkoresheje Ijambo, imbere n'inyuma, kandikenshi cane; nsinshaka kwinjira muri ivyo muri aka gatondo. Turazi yuko Imanaitigeze ishira hamwe abantu mu madini yitunganije nk'ukwo, mugukora idiniryitunganije. Haheze imyaka amajana n'amajana inyuma y'urupfu rw'Intumwa yanyuma, mu kugira bagira idini rya mbere ryitunganije. Vyamye bigaragazaukunanirwa. Nimba atari ukwo bimeze, kubera iki tutari hamwe mu rukundo uno munsi,Metodiste, Batiste, Peresipiteriyano, Katolika n'ayandi? Kubera iki ibikorwavy'Imna bitariko biradukurikira, kandi, ishengero rimwe ryose riri kuri cakintu nyene, Ijambo? Ivyo bintu bitandukanya abantu, abavukanyi…Turi kurey'Imana gusumvya ukwo twigeze kuba, ndiko mvuga, amashengero.

45 Rero, twabwiwe ko "Ibintu vyose vya kera vyabaye kugira bitubereakarorero, kugira bitwigishe, bitwemeze, bidukosore." Ko ibintu vyose vya keravyabaye mw'Isezerano rya Kera, vyari ikigereranyo, mu

kubona ivyobayemw'Isezerano Rishasha, mu minsi yacu.

Ni co kimwe iyaba utari warigeze kubona ukuboko kwawe, hanyuma ukunamuraamaso ukabona igitutu ku ruhome, nka kirya ukuboko kwanje kwogize bitumwen'umuco. Nimba gufise intoke zitanu aha mu gitutu (mu kigereranyo) hanyumaukunguruza ukuboko kwawe utera ukujana (ukwo nakwo ni ukw'ukuri), ukujana ku - ukujanakuri ca gitutu, gutegerezwa kugira intoke zitanu. Nk'uko Bibiliya itubwira ngo:"Isezerano rya Kera cari igitutu, ikigereranyo c'ibintu bishasha, canke ibintuvyari bigiye kuzobaho; atari ico nyene ibintu biri, ariko ni igitutu,ikigereranyo c'ibintu vyari kuzobaho."

46 Reka dusubire inyuma turabe nimba ivyo bintu vyarigeze kubaho mu kindigihe. Murabigomba? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Aho rero turamenya,mu kubigaragaza, mu mpande zose, dukoresheje Ijambo; tudakoreshe iciyumviroc'umuntu kanaka, amajambo kanaka. Ntaco bitwaye uwo yoba ari we; uwundi muntuuwo ari we wese, jewe nyene canke uwundi kanaka, "Iyo avuze ibidahuyen'ivyagezwe n'ivy'abavugishwa, nta Muco uri muri we." Murabona? Ni ko Bibiliyaivuga? "Ijambo ryose ry'umuntu ribe ikinyoma, Iryanje naryo ribe Ukuri," hatitaweho uwo ari we wese.

47 Hinge dusubire inyuma turabe nimba ivyo vyarigeze kubaho, ngo bitubereakarorero.

Turashobora gusubira hariya inyuma mu gitabo co Kuvayo, hanyuma tuvugeku muntu yitwa Mose, yari umuvugishwa asizwe amavuta arungitswe n'Imana, afiseIjambo ry'Imana n'ubugombe bw'Imana kubw'urunganwe rwiwe. Nk'uko Ijambory'Imana rigenda ari urukurikirane, Yavuz'ati: "Ntaco Azokora Atabanjekugihishurira abavugishwa biWe." Hanyuma agaca agikora. Murabona?

Ntishobora kubesha. Ntishobora kubesha hanyma ngo Ibe Imana. Oyayemushingantahe. Itegerezwa kuguma Ari Inyakuri. Nta kinyoma kiri muri Yo. I…

Kandi ntishobora kuRihindura. Hamwe Yobikora, ntiyoba ari Imana; Yobayihenze. Itegerezwa kuba Iyitagira iherezo. Kandi ikitagira iherezontigishoboye kwihenda. Murabona? Rero ico Imana Ivuze, ni ic'ukuri IbiheBidashira. Murabona? Kandi Yarabisezeranye. Rero, ni murabe, Bibiliya ntiyigeraiva mu rukurikirane rwayo, nta na hamwe.

48 Rero, Imana Yari Yasezeraniye Aburahamu yuko uruvyaro rwiwe rwobayeinyambukira mu - mu gihugu kitari icabo imyaka amajana ane, kandi ko Yobakujeyoukuboko kw'ububasha n'inkomezi, Yerekana ibimenyetso n'utwumiza hagati mu bantubabamwo. Igihe c'Isezerano cegereje, abantu bari bavyibagiye. Bari bafise Abafarizayon'Abasadukayo, n'abandi, amadini. Ariko, bukwi na bukwi, Imana Yo nyene Irashika,Ishira ku ruhande, hanze, kure yabo bose.

Imana ntiyigera, n'umunsi wa rimwe canke igihe na kimwe, Ihamagaraumuvugishwa imukuye mw'idini. Oyaye mushingantahe. Yoba yarazingamye ku buryoatobishobora, yohisetamwo kwigumira mw'iryo dini.

49 Mose, umuntu atumwe n'Imana, afise Ijambo ry'Imana, kandi mu rugendorwiwe ajanye Isirayeli mu gihugu c'isezerano, yubaha amategeko y'Imana mu buryobushimitse, yahuye n'uwundi muvugishwa, uwundi asizwe amavuta afise isigwary'ukuri rya Mpwemu Yera Umwe nyene yari kuri Mose. Ukwo ni ukuri. Yariumuvugishwa. Mpwemu Yera yari kuri uwo mugabo. Izina ryiwe ni Balamu. Tweseturamumenyereye. Rero, vya bintu nyene, co kimwe, ibintu - uwo muntu yavuze,biracariko birashika, haciye imyaka ibihumbi bibiri n'amajana umunani. "Umezenk'imbogo, Ô Isirayeli. Uwuguhezagiye azohezagirwa. Uwukuvumye azovumwa.Inkomezi zawe, es'ukuntu amahema yawe atunganye, Ô yewe Yakobo!" Murabona,ntiyari gushobora kuvyibuza. Yaje ng'aho afise umugambi mu mutima wiwe wokuvuma ihanga.

50 Ôo, mwa bigisha b'ikinyoma mwumvirije aya ma bande iyi myaka yose,mukabona Imana yemeza neza na neza ico Yavuze, hanyuma mukaguma mu vyigwavyanyu kandi muzi yuko ari ukuri; ariko kubw'ubudasa bw'amadini yanyu, murabihārīra,hanyuma mukabwira abantu banyu kw'atari ukwo biri. Muzobona ibara! Igihe canyu kiregereje.

51 Balamu, yar'asîzwe amavuta na Mpwemu umwe yari kuri Mose. Itandukaniroryari irihe? Inyigisho ya Mose yari itunganye. Bibiliya yavuze aha muri Peterowa Kabiri, yuko yari "inyigisho ya Balamu" Isirayeli yakiriye, ivyo Imanaitigeze ibaharira. Icaha kidaharirwa! Nta numwe muri bo yarokotse naho baribasohotse bari musi y'imigisha y'Imana, kandi bakabona ikiganza c'Imanakigendana n'uyo muvugishwa ahambaye, bakabibona bishingiwe intahe neza na nezan'Imana. Ariko, kubera uyundi muvugishwa aje afise inyigisho ihushanye, agahārīrana Mose, kandi akagerageza kwemeza abantu yuko Mose yari mu kinyoma. HanyumaDatani, Kora, n'abandi benshi, bemeranya na we kandi bigisha abana ba Isirayeligukora ubushakanyi, kuja mw'idini yiwe, ngo: "Twese turi bamwe."

"Twaba Abametodiste, Ababatiste, Abaperesipiteriyano, Abapentekote,n'abandi bose, twese turi bamwe."

Ntituri bamwe! Muri ihanga ryitandukanije, ryera kubw'Umwami,ryishikaniye Ijambo na Mpwemu w'Imana, kugira ngo ryame ivyamwa vy'isezeranoryaYo ry'iki gihe. Kandi ntimuri abo muri bo. Ndazi yuko ivyo biteye ubwobabimwe bikomeye, ariko ni Ukuri ukwo nyene. Bagenewe igikorwa kanaka muri iyi

minsiy'iherezo! "Musohoke muve muri vyo."

52 Rero, "inyigisho ya Balamu," atari ubuvugishwa bwa Balamu. Bwo bwariubw'ukuri. Yari Imana. Ni bangahe bavyizera? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.]Ubuvugishwa bwa Balamu bwari neza na neza ukuri, kubera nta kindi yarigushobora kuvuga. Isigwa ry'Imana ntiryari gushobora kuvuga ikindi kintu, kandiImana yarabwemeje mu kubushingira intahe ko bwari Ukuri. Ariko yari "inyigishoya Balamu."

Rero tubigereranye na Matayo 24:24. Abasîzwe amavuta, ariko inyigishozabo ari iz'ikinyoma. Ivy'ubutatu, n'ibindi vyose ben'ivyo; ni ikinyoma, anti-Kristo!

Ndizera ko bitariko birababababaza. Kandi ntimuzimye amaterefone. Kandintimuhaguruke ngo musohokere. Ni mugume mutekanye; hanyuma turabe ko MpwemuYera atabiduhishurira, kandi akabitwemeza. Wovug'uti: "Ariko ivyo…" Ivyo wizeravyose, we gusa n'utekereze hanyuma wumvirize. Kandi usabe Imana Yugurureumutima wawe, hanyuma uraza kubona nimba uri umunyinya, canke igitovu, cankeaho hose muhagaze. Murabona?

53 Rero, na Yuda, "yariyagenewe ukuzotsindwa n'urubanza," ari harya imbere ya Yesu. Hanyuma Yesuaramubwir'ati: "Ni wewe. Ivyo uza gukora, n'ivyo utegerezwa gukora, gendaubikore unyarutse." Na we azi ivyo ariko arakora, ariko, kubwa za ntete mirongoitatu zifeza, hamwe n'icubahiro, agurisha Umwami Yesu Kristo. Umwe mu ntumwa ziWe,umushinguzi w'ishengero, Yesu yamwise "umugenzi" wiWe. Murabona? Bibiliyayavuz'iti: "Yavutse ari umwana wo kuranduka," neza na neza nk'uko Yesu yavutseari Umwana w'Imana. "Bozimije n'Abatoranijwe iyaba vyoshobotse."

54 Nimurabe neza nk'uko turiko tubandanya tuvyiga. Turafata akandikarorero, hariya mu Gitabo c'Abami. Hariho u-umuvugishwa, kandi izina ryiwe niMikaya. Yari mwene Imula, kandi yari umuvugishwa. Yari we.

Kandi hariho uyundi muvugishwa, umukuru w'idini ry'abavugishwa, abasîzweamavuta. Bibiliya ivuga ko bari "abavugishwa," nka kurya nyene yavuze ko Balamuyari umuvugishwa, abasîzwe amavuta.

Kandi hariho umwe muri bo yitwa Mikaya, yarasizwe n'Imana kandi akabayatumwe n'Imana, afise Ijambo ry'Imana.

Hariho uwundi, Zedekiya, yiyumvira ko yari yatumwe n'Imana. Yarasizwen'Imana, ariko inyigisho ziwe zari zinyuranye n'Ijambo ry'Imana. "Hazokwaduka,ba Kristo b'ikinyoma, berekane ibimenyetso bihambaye, vyozimije n'Abatoranijweiyaba vyoshobotse."

55 Nimwihweze neza, abo bompi, bose bari basizwe amavuta. None, mwoshoborakuvuga gute uw'ukuri, n'uwutari uw'ukuri? Ni murabe ico Ijambo ryariryarasezeranye kuri Ahabu. Umuvugishwa yari imbere yiwe, na we akaba yariEliya, umwe mu bavugishwa bahambaye b'ico gihe, uwo yari umuvugishwa yashingiweintahe. Uwo muvugishwa yashingiwe intahe yari yavuz'ati: "Kubera Ahabu yakozeico kibi, ko imbwa zorigase amaraso yiwe; kuko yishe Naboti. Kandi ko imbwazoriye Yezebeli, hanyuma u… umuvyimba wiwe ukaba nk'intabire yo mu matongo."None, ni gute mwoshobora guhezagira ico Imana yavumye? Canke mwoshobora gutekuvuma, nk'uko Balamu yavuze, ico Imana yahezagiye? Murabona?

Ariko abo bavugishwa bari imvugakuri. Nta gukekeranya ko bari abantubeza, abantu b'abubahwa. Kuko, mu kuba umuvugishwa muri Isirayeli, wategerezwakuba uri inyankamugayo, canke mbere no kugira ube Umwisirayeli asanzwe. Atariukwo, waraterwa amabuye. Bari abantu b'inyakamugayo. Bari abantu b'incabwenge.Bari abantu bigishijwe. Bari abo Ahabu yirobanuriye, mu gihugu. (Urabibona, mushikacuWright?) Abo igihugu carobanuye, birahuye neza na…

56 Kandi rero, igihe Mikaya yabona iryo yerekwa, yar'azi mu mutima wiwe icoIjambo ry'Imana ryari ryaravuze, ariko yashaka kubona ico Mpwemu ari muri weyovuga.

Ni ho bamubwira, bamubwiye bati: "Uze kuvuga ukwo abo bandi bavugishwabavuze. Kandi ni wabigira, aho rero, uzoca uba, tuzoca tugushira mw'isangira. Urabona?Tuzokugira umwe mu b'iwacu. Tuzogusubiza mw'idini ryacu. Ura…Turazi ko uriumuvugishwa, ariko wama uriko uravuga ibintu vyo kuvumana. Wama uriko uravumaAhabu. Rero, Zedekiya, umukuru, umupāpa, canke u…" ico cose yari. We,yarahezagira Ahabu, hanyuma aravug'ati: "Duga. Genda uvuge co kimwe, Imula.Raba, uri akagabo gakenye. Uhakwa kutagira n'ikoraniro. Abo bagabo na bo bafiseamamiliyoni. Igihugu cose ni icabo. Rero uravuga nk'uko bavuze, urabona ico uzagukora, uzo…uzorya ivyiza vyo mu gihugu." Ariko avugana n'uwutari we, ng'aho!

57 Vyari kugenda gute iyo bakamubwira bati: "Hari ikosa na rimwe ushoboyekuronka kuri Zedekiya ga Mikaya?"

-Oya.

"Uramazekumufata ariko aracumura?"

-Oya.

- "Uramazekumwumva ariko araharira n'umuntu?"

-Oya.

- "Uramazekumufata yaborewe?"

-Oya.

- "Woharira kubumenyi bwiwe?"

-Oya

.-"Mbega wizerako Indangabumenyi y'Ubwigisha yiwe atari iy'ukuri?"

-Oya.

-"Wizera ko Indangabumenyiyiwe - yiwe y'Ubwigisha mu vy'ubwenge igifise akamaro?"

"Ego cane.Bivanye n'inama nkuru y'abaherezi, ndibaza, inama nkuru yose, kw'ari iyukuri."

"None, rero,kubera iki utifatanya nayo?"

"Kuberaidashimikira kw'Ijambo!"

Neza, tuzoronka agahinyuza kavyo, rero, nk'uko Eliya umuvugishwayakaronse. Ariko nimba uri umwana w'Imana, uzogumana n'umuvugishwa wo muri iyiBibiliya. Ni Ijambo. Menya neza isaha, igihe.

58 Vyari kugenda gute iyo Zedekiya avug'ati: "Ôo, ndazi ko umuvugishwayabivuze, ariko ni kubw'urunganwe rwo muri kazoza. Ivyo ni kubw'igihe ca kureuhereye uyu munsi"?

Aravug'ati: "Rindira gushika mbonye iyerekwa rivuye ku Mana, hanyumandaza kubabwira."

Aramubwir'ati: "Uzakuvuga vya bindi nyene?"

Aravug'ati: "Nza kuvuga neza na neza ivyo Imana Ivuga; nta kindi nakimwe, nta kindi nongerako. Nsinshobora kwongerako ijambo na rimwe kuri Co,canke ngo nkureko ijambo na rimwe kuri Co."

Hanyuma mur'iryo joro, mu masengesho, Uhoraho Amugendera mw'iyerekwa.Asohoka mu gitondo, aravuga…

Abavugishwa babiri!

59 Umuntu ahambaye cane mu gihugu, mu vy'igisirikare n'igihugu, yariZedekiya. Yari umukuru w'abavugishwa, kubw'umwami. Yari mukuru w'abandibavugishwa bose, kubw'idini. Yari yagizwe amavuta, n'idini ryiwe, umukuru wabobose; bishoboka ko yari umusomyi karuhariwe, uwigishijwe karuhariwe, akwiriyeneza ico gikorwa. Kandi yari asîzwe na Mpwemu Yera, kubera yitwa "umuvugishwa."Koko, atari gusa umuvugishwa asanzwe, yari umuvugishwa w'Umuheburayo. Rero mumwitegereze.

60 Zedekiya yavuz'ati: "Umwami yambwiy'ati: 'Nkorera amahembe abiriy'icuma.' ikimenyetso." Umuvugishwa kenshi na kenshi aratanga ibimenyetso."Aravug'ati: 'Nkorera ayo mahembe y'icuma.' Mpwemu Yera yambwiy'ati: 'Yatore,'Isigwa ryampezagiye." Ntimwiyumvire ko ari vyo ukwitanga, ariko n'ukugiradukuremwo ikintu kanaka. "Mpwemu Yera avuga mu ndimi muri jewe, umwe yashingiraintahe, yavuz'ati: 'Fata ayo mahembe, kandi, biciye kuri ayo, bwira umwamikwazokwirukana Abasiriya abakure mu gihugu. Kandi nzomusubiza igihugu cegukiramu mategeko Isirayeli, ishengero.'"

Mwene Data, ivyo ni Ivyanditswe, neza na neza nka kurya Balamu yarihariya. Balamu ku bijanye n'Ivyanditswe yari mu kuri nka kurya kwa Mose.Mose…Igiharuro gishitse c'Imana ni indwi. Balamu na we yavuze ati: "Nimunyubakireibicaniro indwi; ibimazi indwi birtyoroye, impfizi z'inka, n'impfizi z'intamaindwi." Ivyo vyavuga ukuza kw'Umwana w'Imana. Ku bijanye n'Ivyanditswe, yarineza na neza mu kuri nk'uwundi wese.

61 Ng'uyu rero Zedekiya, mu Vyanditswe yari mu kuri neza, "Kubera ikigihugu ni ic'iwacu. Kubera iki, bariya Basiriya n'Abafilistiya bariko buzuzainda zabo, n'iz'abana babo n'abandi, abansi bacu, imfungurwa iz'abana bacubabujijwe, mu gihe, Imana yaduhaye kino gihugu!"

Mwene Data, iyo ni insiguro nziza. Ndibaza ko yashobora gusemerera ivyoimbere y'Abisirayeli, kandi bagasemerera cane ukwo bashoboye. Rero, ndiko mvugaibijanye n'iki gihe. Ugukoma induru kwose, ugusemerera!

62 Muribuka Dawidi kuw'Iyinga uheze? Murabona? Mwebwe muri hariya ku bihuguvy'iradiyo, nakwo ibihugu biri kuri uyu murongo wa terefone; ntimwaronseUbutumwa bwo kuw'Iyinga uheze, mube mwaraburonse. KugeragezaGukorera Imana Igikorwa Utarobanuriwe Kugikora, nta co bitwaye ukw'uba imvugakuri, mwiza, ntivyemerwa na gato n'Imana.Murabona?

Rero, uyu yari Zedekiya, yiyumvira ko yari mu kuri.

63 Mikaya aravug'ati: “Reka mbaze Imana.” Hanyuma aca araza mu gitondoc'umunsi ukurikira afise UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Arasuzuma iyerekwa ryiweakoresheje Ijambo.

Rero, iyo akabwira Zedekiya ati: “Urazi ico umuvugishwa wo ng'ahamuri Bibiliya yavuze ko kizoshika kuri uyu mugabo?”

“Ariko si muri iki gihe, kubera uyu mugabo n'umuntu w'umwubahwa.Ariko aragerageza.” Ntimuhushe kubibona. “Ariko aragerageza gusubiza ibintuvy'ishengero kw'ishengero. Ariko aragerageza kugarukana ibintu vyaryo.” Atariibintu vya Mpwemu; iyaba ari ivyo, yari kuba yanyiganyije ico gihugu cosenk'uko Eliya yabikoze. Ariko, mu kugerageza kubaha ibintu vy'ibikoresho:“Turafise ibintu. Turi idini rikomeye. Turi abaryo. Twebwe twese, bantu mwese,mwebwe abaporoti, murashobora mwese kwifatanya natwe.” Murabona?

Turabishikako mu kanya gato. “Bose ni bene Data na bashikacu, ukwo barikwose.” Si vyo!

Ntivyigeze biba kandi ntibizokwigera biba, kw'Ishengero ry'ukuriry'Imana. Ntibishobora kuba!

64 Nimurabe neza, yabonye iyerekwa. Hanyuma aca aravug'ati: “Imanayambwiye.” Rero, raba, uwo mugabo yari imvugakuri. Yaravuz'ati: “Yavuz'iti:'Kora amahembe hanyuma uduge hariya imbere y'umwami uvuze urabisha iburengerazuba,'” canke aho hose ico gihugu cari giherereye uvuye aho baribahagaze. “'Uvuze, kandi iza kuba ari UKU NIKO UHORAHO AGIZE, kwaza kuronkaintsinzi, kandi kwaza kugarukana, intsinzi kw'ishengero.' Araza kubirukana!”Ivyo biregereye cane, sivyo? Ingorane yari iyahe?

Ng'uyu Mikaya araje. Aravug'ati: “Ubu rero, nutange ubuvugishwa bwawe.”

“Duga! Ariko mbonye Abisirayeli bameze nk'intama, zisanzaye, zitagiraumwungere.” Oo! Neza na neza igihushane.

65 Ubu rero, muriiri koraniro, rero ni nde yari uw'ukuri? Abobavugishwa, bompi. Uburyo bumwe bwo gushobora kuvuga itandukaniro ryabo, ni,kubisuzumisha Ijambo.

Aravug'ati: “Ivyo wabironse gute?”

Aravug'ati: “Nabonye Imana Yicaye ku Ntebe yaYo y'ubwami.” Aravug'ati:“Mbona inama ikoranye iYikikije.”

Rero mwibuke, Zedekiya yavuze ko yabonye Imana, na we, muri Umwe Mpwemunyene. “Nabonye Imana. Yambwiye ngo nkore aya mahembe mu cuma. Kujayo nokwirukanayo ayo mahanga, kubera ari ahacu. Abandi nta burenganzira bahafiseko.”Bari kuharonka iyo baguma ari abizigirwa kw'Ijambo. Bari kuharonka, ariko baribaragiye kure y'Imana.

Ni ko biri no kw'idini, ishengero. Rirafise uburenganzira kuri ivyobintu, ariko mwaravyibwe, kubera mwagiye kure y'Ijambo ry'Imana na Mpwemuw'Imana, Isigwa, rishingira intahe Ijambo ry'igihe. Ntimuhushe kuronka ubu Butumwa.

66 Raba neza ivyabaye rero. Yavuz'ati: “Nabonye Imana,” Mikaya yarayibonye,“Yicaye ku Ntebe y'ubwami mw'Ijuru. Inama nkuru Yayo irakorana iYikikije.”Iravug'iti: “Ninde twoshobora kuronka amanuke guhenda Ahabu, atume amajambo yaEliya aba ay'ukuri, umuvugishwa wanje yashingiwe intahe. Naravuze ko yoje.Kandi Eliya yarafise Ijambo ryaNje. Kandi amajuru n'isi bizokurwaho, ariko IjamboryaNje ntirizonanirwa. Ntaco bitwaye ukwo boba barateye imbere kwose, cankeukwo boba barabaye beza, canke ukwo boba barize, canke ukwo boba barabayebanini. Ijambo ryaNje ntirizokwigera ritsindwa.”

“Hanyma impwemu y'ikinyoma isokoroka ivuye i kuzimu, yikubita imberey'ibirenge vyaYo, iravug'iti: 'Ni Wabinyemerera, ndashoboye kubaha isigwaryanje, nkatuma bakora ikimenyetso canke akumiza ako ari ko kose, mu gihe cosendabakuye mw'Ijambo. Ntaza no kumenya yuko iryo ari Ijambo ryaWe. Arazakuryirengagiza, kugira amenyekane.'” Mwene Data, ibihe ntibirahinduka. Mwene DataNeville, ukwo n'ukuri. Muvyibuke, n'ukuri. “Ndaza kumujako, ndamutume akoraibintu bimwe n'ivy'abandi. Ndamutume avugishwa, kandi avuge ikinyoma.”Coshobora gute kuba ikinyoma? Kubera cari gihushanye n'Ijambo.

67 Murafata umwe muri iyi mibatizo y'ikinyoma, ibinyoma ibi na biriya,ntaco bitwaye ukwo vyoboneka nk'ukuri, ukwo bogererageza kwigana, ni ikinyomaiyo kinyuranye n'Ijambo ry'Imana rya kino gihe. Ukwo ni ukuri.

Muravuga muti: “Rero, ivyacu, erega, twakoze ibi, dukora ibi, kandiishengero ryacu rimeze uku na kuriya.”

Ntaco bitwaye ukwo rimeze. Nimba rinyuranye n'Ijambo ryanditswe kubw'ikigihe, ni ikinyoma. Imana ntaco Ifise co gukorana naryo, ntaco bimaze ukwo ryobaimvugakuri, ukwo ryoba ryarize, ukwo ryoba riciye ubwenge, ukwo ribonekank'iriri mu kuri, ukwo ryoba risa n'iryumvikana, iyo rinyuranye n'Ijambo

ry'ikigihe. Turavyinjiramwo mu buryo bwimbitse mu minota mikeya, umwanya niwabidukundira. Nibitadukundira, turaza guca tubigarukako kuri uyu mugoroba.

68 Nimurabe neza, yari imvugakuri, umugabo mwiza, nta nkeka. Hanyumaaravuga…Rero, mu bundi buryo, Mikaya yaramubwiye, atari imbonankubone, ariko muyandi majambo: “Usizwe n'impwemu y'ikinyoma.” Mbega ivyo kubibwira umwungerentivyoba ari ibindi bindi? Ariko yarabikoze.

Ni ho uwo mwungere yegereza aravug'ati: “Nta sangira uzopfa usubiyekuronka,” aca amukubita ikofe mu maso. Aravug'ati: “Urazi ko ndi umuntuyashingiwe intahe. Ishengero ryanje ryangize umukuru waryo, w'ibi bintu.Amatora y'ukumenyekana y'abantu b'Imana ni yo yangize we. Idini ryanje niryoryamungize. Kandi Imana Yaduhaye iki gihugu, kandi Irashaka ko kiba icacu.Kandi ndafise UKU NIKO UHORAHO AGIZE.” Amukubita ikofe, hanyuma avug'ati:“Mpwemu w'Imana yaciye he igihe yamvako?”

Mikaya aravug'ati: “Uzobimenya, umwe mur'iyi minsi,” igihe Californiaizoja musi y'ikiyaga hariya, hamwe n'ivyo bintu vyose. Murabona? “Uzomenya inzira Yaciyemwo igihe uzoba wicayemw'ibohero.”

69 Rero, Ahabu, uza kuvuga iki? Aravug'ati: “Ndizera umuvugishwa wanje.”Es'iyaza gusuzuma Ijambo? Murabona, ntiyashaka kwibona kw'avumwe. Muranyumva!Ntiyashaka kwibona kw'avumwe. Nta numwe abigomba.

Kandi idi-…mwene Data wo mw'idini, iyo ni yo ngorane ufise. Ushakakwiyumvira yuko uri mu kuri, mu gihe, uzi mu mutima wawe, igihe ubatizaukoresheje izina rya “Data, Mwana, Mpwemu Yera,” k'uriko urabesha. Urazi iyouvu -…uvuze ivyo bintu uriko urakora, hanyuma ugafata ibimenyamenya vyo kunkomoko, n'ibindi ben'ivyo, urihenda. Ikimenyamenya co ku nkomoko coba gutekuvuga mu ndimi, hanyuma mu gahushanya n'isezerano ry'Imana muri iki gihe?Vyoshoboka gute? Ntimushaka umuvumo, sivyo? Ariko ng'ibi biranditswe kandi ni kobizoba. Ico ni ikimenyetso c'igikoko, biregeranye cane ku buryo vyozimijen'Abatoranijwe iyaba vyari ibishoboka.

70 Buri kimenyetso, buri kumiza, buri muntu asizwe, ubuvugishwa, ubwokobwose bw'ibintu biriko birakorwa; ubwoko bwose bw'ibimenyetso, ubwoko bwosebw'utwumiza, uzovuga gute itandukaniro? Hanga amaso Ijambo ry'iki gihe. Ukwo ni ko u…

Mwihweze Mose, ukwo yari gushobora kubwira Balamu. Mwihweze Mikayang'aha, dushobora kumenya gute ko yari mu kuri? Ijambo, imbere yiwe, ryariryarabivugishijwe kuri Ahabu.

Kandi Ijambo, imbere yacu, ryaravugishijwe aya madini y'uno munsi, n'uyumuvumo uri kuri yo. Hamwe n'ibintu vyoshitse kw'Ishengero ryaYo risizwevy'ukuri, rizogira Ijambo, Ijambo Mugeni. Niho turi. Ng'ibi hano, uyu munsi,neza na neza nk'uko vyari biri ico gihe.

71 Bibiliya ivug'iti: “Mu kanywa kivyabona bibiri canke bitatu ijambo ryoserizokwemezwe.” Navuze kuri Balamu, navuze kuri Balamu no kuri Mose. None ubunaho mvuze kuri Mikaya na Zedekiya. Ubu naho ngomba ndabahe uwundi umwe. Abo,hariho amajana n'amajana yabo, ariko uwundi umwe, mu gukwiza ivyabona bitatu.Ndafise urukurikirane rwabo rukwiye nanditse ng'aha; ariko ni ugucunguraumwanya.

Yeremiya uwari uwashingiwe intahe, yari yashibuwe, ariko yariumuvugishwa w'Imana yashingiwe intahe. Baranka uwo mugabo. Bamuteraivya…ivyamwa biboze, n'ibindi vyose. Nawe yarabashirako umuvumo. Hamwe n'ivyobintu yakora, akaryamira imbavu, n'ibindi, atanga ibimenyetso ko Isirayeli yarimu kinyoma.

Buri muvugishwa wese, umuvugishwa wese w'ukuri yigeze guhagurutswamw'isi, yaravumye ukwo kwitunganya kw'amadini y'ishengero. Vyohinduka gute kuMana Idahinduka?

Mpwemu Yera ni We Muvugishwa wa kino gihe; Arashingira intahe IjamboryiWe, Akaryemeza. Mpwemu Yera ni We Yari Umuvugishwa w'igihe ca Mose. MpwemuYera ni We Yari Umuvugishwa w'igihe ca Mikaya. Mpwemu Yera, We Yanditse Ijambo,araza akemeza Ijambo.

72 None habaye iki mu gihe ca Mikaya? Ahabu yarishwe, imbwa zirarigataamaraso yiwe, nk'ukw'Ijambo ry'Imana ryari ryarabivuze.

Mwa bigisha b'ibinyoma mwe, uku ni ko Imana Yavuze, umunsi umwemuzokwimbura ivyo muriko murabiba, mwa mpumyi zirongora impumyi mwe! Sinaratse.Ndiko gusa mvuga Ukuri. Kandi sinari kubivuga iyaba hano hejuru, muri kiryacumba, iyaba Mpwemu Yera atambwiy'ati: “Ubivuge muri ubu buryo.” Har'ikintukitari co noba narigeze kubabwira Imana itagaragaje ko ari ukuri? Nimwikangure,bene Data, imbere y'uko harengerana!

73 Ariko reka mvuge ibi. Ihwa ryoshobora kwikangura gute ngo ribe igitovu,mu gihe ryagenewe kuba ukwo? Uwatoranijwe yoshobora gute kureka kubibona?Kubera, mwatoranirijwe kubibona. Yesu yavuz'ati: “Abo Data Yampaye bose bazoza,ariko nta n'umwe muri bo ashobora kuza kuri Jewe Atamumpaye imbere y'amatanguriroy'isi, igihe amazina yabo yashirwa mu Gitabu c'Ubugingo ca Wa Mwagazi. Atari mugitabu c'ishengero, ariko muri ca Gitabu, Igitabu c'Ubugingo ca Wa Mwagazi.

74 Murabe neza, Yeremiya yarahagurutse, ashingiwe intahe imbere y'ihanga,naho bir'uko bakaguma bamwanka.

Niho rero bagenda bakora ingogo, ni we yayikoze, hanyuma ayishirakw'izosi, aca aja imbere y'ihanga. Baravuga bati: "Ô, turi ihanga rihambayery'Imana. Kuko turi Abisirayeli. Turi imvugakuri ku ma sinagogi yacu! Buri munsiw'Iyinga turagenda, twebwe, turatanga ibimazi, kandi turariha mu mahera yacu.Nebukadineza yoshobora gute gufata ibintu vyera vy'Imana?" Ehe! Ivyaha vyanyuni vyo vyabikoze.

Imana yavuz'Iti: "Ni mwitondera ivyagezwe vyaNje, siNzobikora. Ariko nimutavyitondera, bizoza kuri mwebwe." Ukwo ni neza na neza ukuri. Ni kobikimeze. Mwitondere ivyagezwe vyaYo, Ijambo ryaYo ry'igihe, iryo Yasezeranye.

75 Rero, nimurabe neza. Yeremiya rero, kubw'ubugombe bw'Imana, umuvugishwayashingiwe intahe, naho yankwa…Bose bagiye bankwa mu bihe vyabo. Bakora ibintubidatahuritse cane, binyuranye n'idini ry'ico gihe; bose baramwanka, gushika noku bami, hamwe n'abandi bose. Yarambaye rero i -ingogo kw'izosi ryiwe, hanyumaaravug'ati: "UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Muzobayo kumara imyaka mirongo irindwi,"kubera yari yabironkeye ugutahura kuvuye kw'Ijambo ry'Imana. "Imyaka mirongw'irindwi!"

76 Hanyuma Hananiya, ndibaza ko murivuga H-a-n-a-n-i-y-a. Hananiya,umuvugishwa hagati mw'ihanga, araza, akura ya ngogo kw'izosi rya Yeremiya,arayivunagura. Aravuga, mu kwigira agatangaza mw'ihanga, murabona, mu giheyariko avuga ibinyuranye n'Ijambo ry'Imana. Aravug' ati: "Mu myaka ibiri bazobabagarutse. UKU NIKO UHORAHO AGIZE."

Abavugishwa babiri basizwe amavuta. Itandukaniro ryabo ryari irihe? Umweyari yavuze Ijambo, uwundi na we ntiyarivuga. Yeremiya aravug' ati: "Amen."

77 Imbere y'abakurambere bose n'ikoraniro ryose, Isirayeli yose, murabona,yashaka kwerekana ko na we nyene ashobora kuba agatangaza nka Yeremiya. "Uraziko batagukunda, ukwo biri kwose. Na jewe ndi umuvugishwa. Ndi umuvugishwaahambaye kukurusha, kubera uriko uravugishwa ikinyoma. Umbwiye kw'abantub'Imana bazocishwa muri ibi na biriya?"

Ivyo ni vyo bavuga uyu munsi, ariko muzojayo, co kimwe, nk'ishengero. Wamuvumo murawuvumwe. Mwebwe mwese mashengero, amadini ariko yihambirira kumigenzo yayo y'abana b'abantu mu gishingo c'Ijambo ry'Imana, muravumwe n'Imana.

78 Rero ni mwihweze,ng'uyo araje. Hananiya ata iyo ngogo yari kw'izosi ryiwe, ikimenyetso c'Imana,arayivunagura, hanyuma aravug' ati: "UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Mu myaka ibiribazogaruka." Gusa kugira yiyerekane, "Ndi uyu n'uyu." Kubera yari ahagaze aho,yari umuvugishwa wo mw'idini.

Yeremiya yari umuntu wo mu bugaragwa yiberaukwa wenyene. Yavugishwa ibibi kuri bo akanya kose, kubera bari babi.

Hanyuma uyomugabo akaba yariko arababwir' ati: "Ôo, muri ab'ukuri mu gihe cose mwegukiraaha. Igihe cose muri Abisirayeli, n'ivyogusa bikenewe. Murabona, mu, tu…Imana ntiza gukora ivyo. Ndazi ko hariho akantugatoya kabaye, ariko ntimuhagarike imitima, ntimutinye."

Ôo, mwene Data, baracariho n'uyu munsi. "Ntimubabare,ibintu vyose bimeze neza. Vyose turiko turabigenzura. Turi Ishengero." Ivyontimunavyiyumvire. Egome.

79 Niho rero yavug' ati:"Ibintu vyose bimeze neza. Bazogaruka mu myaka ibiri. N'akantu gatoya kabaye.Nta kintu kitamenyerewe kiriho. Ivyo bibaho. Gusa Nebukadineza ni yaza ng'aha, Imanayacu ivyo vyose Izovyitaho."

Arikw'Ijamboryavuga yuko bobayeyo imyaka mirongo irindwi; gushika aho urwo runganwerwokamanganiye, hamwe n'urundi runganwe. Imyaka mirongo ine ni urunganwe. "Nihafi urunganwe rubiri muzoba hariya hakurya." Kandi Yeremiya yabivuze bihuyen'Ijambo ry'Imana.

Hananiya arayivunagura! Yeremiya aravug' ati: "Neza cane. Amen. Ariko Hananiya, reka twibukeibi, twese babiri turi abavugishwa. Turi abakozi b'Imana."

Nanje ndakubwiye ibi, mwene Data. Reka twibuke ko habayeho abavugishwaimbere yacu, kandi baravugishijwe bagwanya ubwami, kandi baravugishwa bagwanyaibintu kanaka. Ariko, wibuke, igihe umuvugishwa avugishijwe ikintu ico ari cocose, ategerezwa kuvugishwa ibihuye n'Ijambo. Nka Mikaya, na Mose, n'abandibose basigaye. Bitegerezwa kuba bihuye n'Ijambo. Bitabaye ukwo, rero wibukeibiba.

80 Rero, Hananiya, agashavu kiwe karavyuka. "Jewe ndi Hananiya" (atankeka), "umuvugishwa w'Uhoraho, nkaba mvuze: 'Imyaka ibiri.'" Mu yandi majambo:"Sinitayeho ico Ijambo rivuga." Isigwa ryiwe: "Mvuze nti: 'Mu myaka ibiribazogaruka.'"

Yeremiya arasohoka ava imbere yiwe, arasohoka, aravuga ati: "Mwami,sinitayeho ivyo yavuze,

nguma nizeye kandi nzi yuko iryo Jambo rivuga ukwo.Nzoguma ndi umwizigirwa kuri Wewe. Nsinzohendwa na we."

Imana Iravug' Iti: "Genda ubwire Hananiya uti: 'Ingogo izokurikira,nzoyikora mu cuma.'" Kubera yakoze ivyo, Hananiya, yarakuwe kw'isi, uwo mwakanyene. Ng'ubu uburorero bwacu, bompi kwari babiri abavugishwa. Abandi benshiboshobora kuvugwa, tukabaganirako muri aka kanya.

81 Ariko mwihweze. Yesu Yavuze yuko, mur'iki gihe c'iherezo, izo mpwemuzibiri zokwongeye kwegerana cane. Mbega ukwo ni ukuri? [Ikoraniro rivuze riti:"Amen." -Umw.] Rero mwihweze. Zobaye izegeranye gusumba ukwo zari zimeze. Ikini igihe c'iherezo. Ôo, bana! Imana Itugirire imbabazi! Gushik'aho, "Zobayeiz'ukuri cane gushika aho zozimije n'Abatoranijwe iyaba bishoboka." None uzogendagute…bakoze gute kugira bazimenye mu minsi yabo? Mweho muzozimenya gute uyu munsi?Inzira ni ya yindi nyene, nigumane n'Ijambo: "Yesu Kristo Wa Wundi nyene ejohahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose."

Rero, ubu Butumwa bwose mubufate nkama. Kandi ni mwumwiriza ibande, nahobishoboka ko nzoba naragiye, umunsi umwe, igihe Umwami azoba yahejeje gukoranananje hano kw'isi, muzobwisunge. Nimwumvirize ijwi ryanje, ivyo ndikondababwira. Ni yantwara imbere y'ukuza kwiWe, muze mwibuke ko nababwiyemw'Izina ry'Uhoraho, biciye kw'Ijambo ry'Uhoraho. Egome.

82 Nimurabe neza: "Bobaye begeranye cane ku buryo bozimije n'Abatoranijweiyaba vyoshobotse," bokoze ibimenyetso bimwe, ibitangaza bimwe, bakoreshwa naMpwemu Umwe nyene. Mbega ukwo ni ukuri? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.]Neza na neza nka ba bavugishwa twamaze kuvuga, abavugishwa. Rero kandi,haranditswe…

Reka tuhazingurure, kuri ivyo, nimba mubigomba, 2 Timoteyo 3.Ntitubireke. Kandi sinshaka ku…

Ndaravye kw'isaha aha hejuru, nciye ngo -ngomba guheba ibintuvyinshi, kandi sinibaza ko twategerezwa kubikora ubu nyene. Murabona? Nimurabeneza. Gusa…Nimba mpagaze ng'aha, ndiko ndabira urwuya nk'uku, murabona, arikondanezerewe. Kandi ndazi ko ibi ari ivy'ukuri. 2 Timoteyo 3:8.

83 Paulo, umugabo yavuz'ati: "Ni hagira umumarayika ava mw'Ijuru hanyumaakababwira irindi jambo rirenze ku vyo navuze, arakavumwa," rero, umumarayikaamanutse. Ni muri 2 Ab'i Tesalonike…Ôo, murantunga.

Nimurabe neza muri 2Timoteyo 3:8. Mwihweze, ni Paulo ariko aravugang'aha. Reka duhere nko…Reka duhere ku murongo wa mbere, kandi mwumvirize nezarero. Mwebwe mufise Bibiliya zanyu, ni musomere hamwe nanje. Mwebwe mudafise Bibiliyazanyu, mwumvirize neza. I…

Ariko umenye ko mu minsiy'iherezo…

Nimuce akarongo musi yo "mu minsiy'iherezo." Aho ni ho bizoba.

…hazoba ibihe bigoye.(Tubirimwo.)

Kukw'abantu bazobabikunda gusa, bakunda amahera, birarira, bibona, batukana, batumvira abavyeyi,intashima, abanegura ivy'Imana,

84 Ni murabe uyumugwi dufise uno munsi, baboze. Gushika no ku mugabo ari mw'ibarabara, umugaboakiri muto, batuma imishatsi yabo irereta imbere y'uruhanga rwabo, basan'abafise imishatsi irereta ku ruhanga nk'abagore. Uguhumana! Abanyasodomu!

Mwarasomye mur'uyu mwaka, Reader's Digesty'uku kwezi? Bavuga bati: "Abanyamerika, ku myaka iri hagati," nibaza ko yari,"hagati y'imyaka mirongo ibiri na mirongo ibiri n'itanu, baramaze gushika muriya myaka y'abakuze." Baraheze! Baraboze! Ivy'ubushakshatsi ni ko bivuga, koumugabo ashika muri iyo myaka y'abakuze, n'umugore nawe nyene, mu gihebagitangura imyaka mirongo ibiri yabo. Imibiri yabo iba yaraboze kandi yahebewemu kwiyanduza.

85 Ôo Amerika, nikangahe Imana yoba yaragerageje kukubundikira mu moya yaYo, ariko ubu reroisaha yawe yashitse! Urongoye isi mu vyanduza.

…batukana, batumvira abavyeyi, intashima,abanegura ivy'Imana,

badakunda n'ababo…

Badafisen'urukundo rw'ukuri, mbere, no hagati y'umwe n'uyundi, umugabo ku mugore,n'umugore ku mugabo. "Ata n'urukundo rusanzwe." Ukwiyanduza, mu busambanyi!

...banka kwuzura, barementanya, batigarura,inkazi, badakunda ivyiza,

Muyandi majambo, bavuga bati: "Mwa migwi mwe, y'aberanda bikumbagaza hasi."Uwundi munsi umuntu umwe yarabajije, kugira aze hano kw'ishengero. Baramubwirabati: "Ntujeyo hariya. Hariya ikintu

kiriyo gusa, ni urwamo rwinshi hamwen'ugusisimuka, nta kindi."

Murabona,"badakunda ben'abo bantu."

Abaguranyi,ibirandamuke, abikakisha, bakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana,

Muravuga muti: "Mwene Data Branham, abo,n'abakoministe." Umurongo ukurikira, uvuga iki?

Bafise ishushoyo kwubaha Imana, ariko (iki?) bahakana ubushobozi bwakwo (Ijambo, YesuKristo, Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose, Yagaragajwe, Isezeranory'uyu munsi)...

Neza na neza nka Hananiya, neza na neza nka Sedekiya,neza na neza nka Balamu, n'abandi n'abandi, n'abandi bavugishwa b'ikinyoma.

Bafise ishushoyo kwubaha Imana, (basizweamavuta... Murabona?)

Bafise ishusho, (basizwe amavuta, abavugabutumwa bashizwe mugikorwa...)

Bafise ishushoyo kwubaha Imana, ariko bahakana kw'ari Wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi... Bahakana Ijambo ryaYo!

Ni gute bahakanye Yesu kirya gihe? Ni nde bahakanye igihebahakana Yesu? Ijambo. Bari abasenzi. Bigisha ibiva muri Bibiliya zabo, arikobagahakana Ijambo ry'igihe.

Uyu munsi naho babaye bande? Ba bandi nyene, barasizweamavuta, barigisha Ubutumwa Bwiza bwa Pentekote, ariko bagahakana isezerano ry'uyumunsi, Ijambo ryashingiwe intahe, "Yesu Kristo, Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsin'Ibihe Vyose." Mbega murabibona? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.]

Kuko muri bo harimw'abagabo banyegetera mu mazu, bagatwara abagorebatagira imitima, baremerewe n'ivyaha, batwarwa n'ukwipfuza kw'uburyo bwinshi,

"Inama zacu zo kubarīra, n'ibi na biriya vy'iwacu."Umuntu kanaka akaza, arondera gutanga insobanuro mbi y'Ijambo ry'Imana,mukuvug' ati: "Ni vyiza cane, mushikanje, iyo mufise imishatsi migufi.Ntiwiteho ivy'ico kijuju. Murabona? Canke, iyo wa - wambaye ivyo; si ivyo, 'niikiva mu mutima w'umuntu kimuhumanya.'" Murabona? Mbega muratahura yuko musizwen'impwemu mbi, y'ukwipfuza, y'ukwiyanduza? Ntaco bitwaye, urashobora kuririmbamu mugwi w'abaririmvyi, ariko ufise impwemu mbi. Birahushanye n'Ijambo. Ukwo n'ukuri.Ivyo ni vyo Bibiliya ivuga. Hanyuma mukavuga muti: "Ehee, ndambara ngufi.Sinagirizwa."

"Uwo ari we wese, iyo umugore yambaye impuzu yagenewe abagabo,ni ikizira mu nyonga z'Imana." Imana Idahinduka yarabivuze.

86 Ôo, n'ibintu vyinshi, twobijamwo neza gute? Umwanyawacu woca uhera. Ariko murazi ibihagije kugira mumenye ivy'ukuri n'ibinyoma.None noshobora gute gutuma babikora? Muravuga muti: "None, uriko usemerereraiki?" Ndi icabona kibagiriza. Umunsi umwe, ku munsi w'Urubanza, ntimuzoronkaimfuruka muzonyegeramwo.

87 Mikaya yari kubihagarika gute? Mose yari gushoboragute, asemerera, agerageza kubihagarika? Na Yosuwa n'abandi birukangamw'ihanga. Na Lewi yasokoye inkota yiwe kandi aranabica? Babandanije kwa kundinyene.

Vyaravuzwe ko bobikoze. Kandi bazobikora, kuko ni UKUNIKO UHORAHO AGIZE, ko bobikoze. Mwiyumvira ko ivy'ukwiyita amazina bizosamburaamadini, akagaruka kw'Ijambo? Ni UKU NIKO UHORAHO AGIZE, ntibazobikora! Mbegabazokwifatanya na anti-Kristo? Neza cane. Ni UKU NIKO UHORAHO AGIZE,bazobikora! "Rero uriko ubivugira iki?" Ntegerezwa kuba icabona, kandi namwebwe ni ukwo, abizera bose. Mwihweze.

...abagorebatagira imitima, baremerewe...n'ukwipfuza kuburyo bwinshi,

88 "Niko n'abandi bagore bose babikora." Abavugishwab'ikinyoma! Ubu rero ni mwumvirize. Ndiko mvuga abavugishwa b'ikinyoma. Nonerero, bazokora iki mu minsi ya nyuma?

...bagatwaraabagore batagira imitima...batwarwa n'ukwipfuza kuburyo bwinshi,

"Rero, ndazi kw'abandi bagore..." neza, ibandanirize.

N'iki navuze neza na neza imbere yuko ibi bintubihambaye bishika ng'aha muri California? Yemwe bantu bo ng'aha muri LosAngeles, buri mwaka iyo ngarutse ng'aha, maze hakaba hariho abagore b'imishatsimigufi n'abagabo b'utugoregore benshi kurusha ubwa mbere, abavugabutumwa benshibinjira mu madini. Nta cireguzo na kimwe mufise! Iyaba ibikorwa bihambayevyabereye muri mwebwe vyabereye i Sodomu na Gomora, hobaye hagihagaze nabugingo n'ubu. "Ôo, Kaperinawumu, wewe wiyita igisagara c'abamarayika, LosAngeles!" Murabona ibiriko biraba? Izoja mu nda y'ikiyaga neza na neza. Ryari?Sinzi

ryari izojayo, ariko izojayo. Mwebwe abakiri bato, ni ntabibona jewe muminsi yanje, mwebwe murabirereke. Yarangiye!

Bamabiga...ariko nta ho bashobora gushika kukumenya ukuri.

Rero ng'iki ikibabaje, ng'iki igice kibabaje. Nimwumvirize ibi.

Nk'uko Yane naYambure bagwanije Mose, ni ko n'abo bagabo bagwanya ukuri, abo n'abononekayeubwenge, babaye ibihombe ku kwizera kumwe kwahawe abera rimwe rizima, neza cane.

"Ku bijanye n'ukwizera." "Kandi azogarukana ukwizera kwa ba se, ahubwo ukw'abana, ku kwa ba se."

89 "Ibihombe ku kwizera." Sivyo? Murazi ico ibihombe gisigura?Nimba mufise Bibiliya ya Scofield [Y'Icongereza -Umus.], hariho h ng'aho. Havuga:"ukureka Imana." Ukureka Imana, ico ni co biri.

90 Rero, hinge gato. Ngomba ndabe ikintu kanaka ng'aha.Ndibaza ko nacanditse neza. Sinzi neza, ariko nashaka kukivuga, n'ukukirabaimbere yuko nda - ndakivuga. Rero, rindira gato. [Agace katavuga kuri bande. -Umw.]]"Ibihombe ku Kuri, ku Kwizera." "Ukwizera," hari Ukwizera kumwe gusa. Ukwon'ukuri. "Ku bijanye n'Ukwizera, ibihombe!"

Rero ngomba gusoma Luka 18. Mu kanya gato. Ntimu...Murashoborakuhandika; ntimutegerezwa gusoma.

Abaciraumugani wo kubigisha ko bakwiye guhora basenga, nti...barambirwe,

Arababwira - arababwir'atiMu gisagara habaye umucamanza, adatinya Imana, ntagire udusoni ku bantu.

Muri icogisagara hari umupfakazi, aza kuri we kenshi, aramubwira, ati Ncira urubanzarunkiza umwansi wanje,

Amara imisiatemera, ariko hanyuma aribwira, ati Naho ntatinya Imana, kandi singire isoniz'abantu,

Ariko kuko uyumupfakazi angoye, ndamucire urubanza rumukiza, ngo...ntiyame aza iminsi yose,akanzigiriza.

Kandi UmwamiYesu aravuga, ati: Ni mwumve ivyo uyo mucamanza agabitanya yavuze.

None mbegaImana ntizocira abo...yatoranije urubanza rubakiza, baYiborogera ku murango nomw'ijoro, naho Ibatevya?

Ndababwirayuko Izorubacira vuba. Ariko Umwana w'Umuntu ni yaza, mbega azosanga ukwizera mw'isi?

91 Rero ngw'ico ikibazo. Ng'aho aho ngomba gushika:Ivyahishuwe 10 (Turabishikako mu minota mikeya, mu kwisunga ikindi Canditswe.)Yavuz'ati: "Mu minsi y'Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi, ibanga ry'Imana rizobariherahejwe." Ng'iki ikibazo, nimba mukurikiye mur'uyu murongo mur'iki gihe,bizoba biheze? "Mbega Nzosangaho ukwizera?" Mbega Malaki 4 izoherahezwa murikino gihe, "Agarukane Ukwizera kw'abana, ku Kwizera kwa ba se, kwo ku nkomoko,Ijambo?" Murabona?

92 "Ibihombe, Yane na Yambure nk'uko bagwanije." Rero,kandi, ni mwumvirize, 2 Timoteyo 3:8. "Nk'uko Yan-...bagwanije Mose, niko no mumisi y'iherezo ivyo bihombe nyene vyoje," "Rero ni murabe ico Ivuga ng'aha,bafise ishusho yo kwubaha Imana," abasizwe. Ubu naho reka tu...mutashemu-murabisoma ni mwashika muhira, kugira ngo nshobore kubiheza, muri kinogitondo, namba ndabishobora. "Ibihombe kubijanye..." Si ibihombe mu-mu-mukubaho; bamerewe neza, abantu b'imico myiza.

93 Ubu rero ni murabe, igihe Mose yamanuka hariya muriEgiputa, n'Ubutumwa bwa UKU NIKO UHORAHO AGIZE, kandi yari yashingiwe intahe; ahamagawe kubisirayeli, rikaba ryari ihanga, ntibari ishengero. Isirayeli yari ihanga; ntibigezebaba ishengero. Kubera ko ijambo ishengero risigura "abahamagawe." Bari ihangary'Imana. Rero iyo basizwe n'Ijambo, bagahamagarwa, baca bahinduka ishengerory'Imana. Hanyuma bagasubira inyuma, kubera batizeye Ijambo ry'Imana,bakumviriza umuvugishwa w'ikinyoma. Ndibaza ko biriko birinjira.

Isirayeli, nk'ihanga ry'Imana, ryasokorotse riri musiy'ukuboko kw'Imana, risizwe n'Ijambo...n'Ububasha bw'Imana, ryarabonyeibimenyetso n'utwumiza tw'Imana.Hanyuma igihe Imana yariko igendana na bo,umuvugishwa w'ikinyoma araza, asizwe, yigishijwe kandi n'ikintu kinyuranyen'Ijambo ry'Imana ryo ku nkomoko iryo bari barumvise, kandi umwe wese muri boyapfiriye mu bugaragwa, kiretse abantu batatu. Mu vyumve rero.

94 "Nk'uko vyari biri mu misi ya Nowa, aho imishahaumunani yakize amazi, niko bizoba kukuza kw'Umwana w'Imana." "Nk'uko vyari birimu misi ya Loti, niko bizoba, aho batatu basohotse muri Sodomu,

niko bizoba nomu gihe Umwana w'umutu azohishurirwa.” Ndiko gusa ndasubiramwo Ivyanditswe,Ijambo ry'Umwami, iryo naryo, “Ijuru n'isi bizovaho...” Azoba ari inkehwa!

95 Raba neza ng'aha. Mose yagiye kwa Aroni. Mose yaragiyekuba Imana. Imana yamubwiye kuba Imana, Iravug'iti: “Uzoba Imana, Aroni nawemwenewanyu abe umuvugishwa wawe. Uzoshira amajambo mu kanywa kiwe nambaudashoboye kuvuga neza.” Iravug'iti: “Ninde atuma umuntu aba ikiragi, nindeatuma umuntu avuga?” Uhoraho niwe abikora.

Hama aca ajayo. Yakoze iki? Yakoze igitangaza c'ukuriico Imana yamubwiye gukora.Imana yamubwiye ku: “Genda uterere inkoni yawe hasi.”Yitore, hama yari inzoka. Arayitora, ica isubira guhinduka inkoni. Iravug'iti:“Genda ubikorere imbere ya Farawo, uvug'uti: 'UKU NIKO UHORAHO AGIZE.'”

Farawoamaze kubibona, twovuga tuti: “Kuki, mbega amareba asanzwe.” Aravug'ati: “Ntakintu kiri mur'ivyo. Ni ivyo gusoma ivyiyumviro canke ikindi kintu kanaka,murazi. Turafise abagabo ng'aha mw'idini ryacu bashoboye gukora ukwo nyene.'Ingo hano, Muzezwa shengero naka na naka. Hama, nawe, nusohoke ng'aha.'Twabaronse abashoboye gukora ukwo nyene.” Uyo yari Satani ariko aravugira muriFarawo.

Iyu yari Imana yariko ivugira muri Mose.

96 Ariko rero mwihweze uyu mugabo asohotse. Yane naYambure bagendagenda imbere ya Mose, n'imbere y'abantu ku mugaragaro,bakanakora kira gitangaza ico Mose yashobora gukora. “Bozimije n'Abatoranijweiyaba vyoshobotse.” Nivyo? Bakora vya bintu nyene ivyo Mose yakora. Muravyumva?Rero mwibuke, ni UKU NIKO IVYANDITSWE BIVUGA, ko vyokongeye kuba mu misi yanyuma.

Ni iryahe tandukaniro ryari hagati ya Mose na Yambure?

Mose aravuga ati: “Ni habe amaraso mu mazi.”

Abo bavugishwa b'ikinyoma nabo baravuga bati: “Koko,natwe turashira amaraso mu mazi.” Kandi vyarabaye.

Hanyuma Mosearavug'ati: “Ni haze imbaragasa.” Mbega yariko azikura hehe? Neza na neza kuMana. Murabona?

Hama yaciye akora iki? Yaravuz'ati: “Ehee, koko, natweturashoboye kuzana imbaragasa.” Kandibarabikoze. Kira gitangaza Mose yari ashoboye gukora, bari bashoboye kugikoranabo!

Mwibuke, ibi mu bigumize mu mutwe, turabishikira, mukanya. Barashobora gukora kira kintu cose abandi bashoboye gukora, arikontibashoboye kugumana n'Ijambo. Ntibashoboye kugumana n'Ijambo.

97 Ubu rero nimurabe, barabikoze. Ariko Mose, umuvugishwaarungitswe n'Imana w'ukuri, ahawe igikorwa n'Imana, ntiyigeze abahaririza,avug'ati: “Aha rero, ntimushoboye gukora ibi! Ntimushoboye!” Yarabaretse bonyene, yarabaretse gusa barabandanya. N'abavugishwa bo mu ma dini, arikobabandaye.

Mose yabandanije gusa, yumviriza Imana. Ico cose Imanayavuga: “Ubu n'ukore iki,” Mose yaragenda akagikora. Agakora ikintu gishasha.Iyo bagikoze, umwe wese muri bo yaragira ugushishimuka canke ikintu kanaka,ngw'aba baraje. Nabo nyene bakagikora, neza na neza nk'uko Mose yagikoze.

98 Rero ni murabe. Aba bagabo baserutse...O, mwa bantumwe, nti muhushe ibI! Aba bigirisha, abiganyi, baserutse inyuma yuko uw'ukuriyabanje kuza. Murabona? Baza kwigana. Murabona, bategerezwa. Umugwanizintashobora kurema ikintu na kimwe; we gusa ni uwuhumanya ico ku nkomoko.

Noneicaha ni igiki? Ni ukugororoka kwahumanijwe. Ubusambanyi ni iki? Igikorwa cizamugabo cahumanijwe. Ikinyoma ni igiki? Ukuri kwafobetswe. Uguhumana!

Nimurabe Hananiya, uguhumanwa kw'Ijambo ryo ku nkomoko. Ni murabe Balamu, uguhumanywa kw'Ijambo ryo ku nkomoko.Ni murabe Zedekiya, uguhumanywa kw'Ijambo ryo ku nkomoko.

Kandibibiliya ivuga ko abo bagabo boje, inyuma y'uguhuman…ahubwo guhindagura Ijamboryashingiwe intahe kandi rikagaragazwa ko ari Ukuri.'

99 “Kora igikorwa c'umuvuzi w'Ubutumwa Bwiza,” muriiyo mfuruka hariya, “ushitse neza igikorwa c'ibango ryawe. Kuko igihe kizozaaho batazokwihanganira Ukwigisha kw'ukuri. Ariko bakurikiye ukwipfuza kwabo,bazokwirundaniriza abigisha, kubw'amatwi yabo abarya, bazobandanya bakore icobagomvye cose, kandi, 'Ni neza cane, twararonse vya bimenyetso nyene hamwe n'ibitangaza.'Kandi bazova ku Kuri, bajanwe mu migani, zi nemera.”

100 Ôo,ukuba magabo kwa Mpwemu Yera, ubwoba bw'ukwubaha bufata Umushaha w'umuntu,igihe ahagaze akiyumvira ukuntu ari ivy'ukuri kandi bigaragara neza imbereyacu! Nimuzure rirya buye rigumya imfuruka hariya hanyuma musome urupapurorwashizwe yo, haheze imyaka mirongo itatu n'itatu. Murabe

ivyo yavugiye hariyakw'i…kw'Ibarabara ry'Indwi, kirya gitondo igihe ibuye ry'imfuruka ryashirwaho.Ubu rero ni muvyihweze. Mwihweze hariya ku ruzi, igihe Umumarayika w'Uhorahoyamanuka mw'ishusho y'Inkingi y'Umuriro, amashengero amajane n'amajana, ahubwoabantu bo mu mw'ishengero, bahagaze bakikije ku kombe; Yavuze iki, murabe ko vyashitse. Ni murabe ivyabaye.

Biragoyecane. Ndazi ko bisa n'ibigoye, benedata, ng'aho. Ariko bi...Bibiliya ivuga,Yesu We nyene avug'ati: "Vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyoshoboka." Nta yindinzira impande y'iyo. Ntibazokwigera bashobora kuBibona. Iyaba vyoshobotse,Abatoranijwe bozimijwe na vyo.

101 Rabaneza, aba bagabo baseruka inyuma yuko uwasizwe w'ukuri w'Imana yarungitswe;biciye ku muvugishwa waYo w'ukuri, Mose. Kandi igihe Mose yaba agize ico akora,baca bacigana.

102 Rero,mwene Data, mushikanje, je...Iri ni ishengero ryanje bwite, ndafiseuburenganzira bwo kwigisha ivyo ngomba, mu gihe cose biri mw'Ijambo ry'Imana.Kandi siindiko ncirako iteka mwebwe abantu, ariko reka gusa tubironderekubw'igihe n'isaha tubayemwo.

Intashokuri Mwenedata Ruddell, kuri Mwenedata Junior Jackson, n'abandi bari ng'aha,amashengero mavukanyi yacu. Ndayibagiye, mu kanya gaheze. Ndibaza kobafatanijwe natwe muri kino gitondo, nabo nyene, kube ata-ata kibanzamw'ishengero.

103 Ubu rero nimuvyiyumvireko, mu kanya gatoya. Bakoze vya bimenyetso nyene Mose yakora. Mose yazanye imbaragasa;baravyigana nabo bazana imbaragasa. Murabona? Imana yavuz'iti: "Umusi uzoryako,uyo musi uzopfa."

Satani aregera aravuga ati: "Koko,ntimuzopfa. Muzoba gusaabaciye ubwenge. Muzoronka idini ryiza,ryiza..." Murazi. "Murazi, vyosebizogenda neza,ni mugire Umuco mwinshi." Murabona, uguhumana gusa. Mu...

Kandi mwibuke,UKU NIKO UHORAHO AGIZE, twisunze 2Timoteyo 3:18, ko, "Mu misi yanyuma, ko ababa Yane na Yambure bobaye kw'isi." Ubu rero, ngomba ko mubona neza ko aribabiri, murabona, abîgānyi. Ubu rero turasubira kuri Sodomu, mu kanya kaza,bamwe batatu, abo Bamarayika batatu bagiyeyo, kandi mubone ukwigana n'ibindin'ibindi, murabona, murabona ic'ukuri n'ic'ikinyoma. Murabona? Murabona?

104 Nimurabe neza. Bakoze ibitangaza bimwe. Ariko mwitegereze neza, biganye Ijambo ry'ukuri rimwe ryari ryasizwe amavuta n'umwe Imana yari yararungitse - nabo babona gukurikira. Ndibaza hamwe twoshobora kwiyumvira akanya gato. Nta gihe giheze narafata abantu n'ukuboko, haraheze nk'imyaka mirongo ibiri, hagaca haboneka ikimenyetso. Muhungu, haciye habaho abanyabimenyesto n'ibindi...Kandi umuntu wese...Umwe yaba agifise ku kuboko kwiwe kw'i buryo; uwundi akaba agifise ku kuboko kwiwe kw'i bumoso; abandi bakavyumva, murabona? Ubwoko bwose bw'i...Kandi ndibaza...Imana ntiza kundeka ngo ndababwire aka kanya icari ukuri, ariko umunsi umwe mugiye kubibona. Ivyo kwari kugira gusa ubusazi bwabo bugaragare. Ivyo ntihari aho nyene mu ntango. Nzobibabwira uwundi munsi Umwami niyavyemera.

105 Nimurabe neza,bakoze ibitangaza bimwe, ariko ntiba...Raba neza, ntibabikoze imbere y'igiheIjambo ryo ku nkomoko ritari bwasohoke. Ukwo niko Shetani yakoze mw'itongo ryaEdeni. Ukwo niko yamye akora. Ninde yavugishijwe ubwa mbere? Mose. Nindeyaserutse ubwa mbere, Mose canke Balamu? Mose. Ninde yaserutse ubwa mbere, Yeremiyacanke Hananiya? Murabona ivyo nshaka kuvuga? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.]

Nimurabeneza, barafotoye. Abîgānyi bo mu mubiri, bari imvugakuri, biyumvira "gukoreraigikorwa Imana." Nka Dawidi, mu ndwi iheze, ariko kwari ukwigana kwo mu mubiri.Aho ndahahagarara. Nshaka ko mwiyumvira kuri ibi vyitegererezo. Naho ntobivuga,n'ivy'ukuri ko Mpwemu Yera yobihishurira umw'umwe mu Batoranijwe. Murabona?

106 Idini ryaFarawo riravuga riti: "Turafise abantu bashobora gukora ibintu bimwe ni vyo", kandi barabikoze. Murabona? Kubera iki Farawo yakoze ivyo? Kubera iki Imanayabimwemereye? Kubera iki Imana yorungikayo umuvugishwa w'ukuri asizwe akoreikimenyetso imbere ya Farawo, munyuma Ikemerera igishushanyo c'ikinyedinikigahagarara imbere y'ihanga kugira gikore ivy'ukwigana? Kubera iki Yokwemera k'umwîgānyiahagurutswa kugira akore ivyo, kugira akore neza na neza vya bindi nyenenk'ivyo Mpwemu w'ukuri yari yakoze? Murabona, Ivyanditswe bitegerezwa gushika.

107 Raba neza,Yakoze ivyo kugira akomantaze imitima ya Farawo n'abanyegiputa. Mu kwerekana koMose atari we wenyene yarafise Ijambo, bari bashoboye gukora vyose neza na nezanka kurya Mose yarashoboye gukora.

None ni kuberaiki Imana yaretse ico kintu kigashika mu misi yanyuma? Koko, ca kintu nyene nkakumwe impwemu y'ikinyoma yabwira Zedekiya: "Tuza gukora gute kugira dutumeAhabu aja hariya, kugira ivyo bintu bishike?" Es'ukuntu izotuma abo bantu,bishimira amashengero yabo, kujayo, itume ico

kintu gishika, ico yavuzeubwambere? Abo, mu Gihe c'Ishengero rya Lawodikiya: "Kubera ko uvuga ngo uri'umukire, kandi ntaco nkenye. Ndamikaye.' Ntaco ufise! Ntuzi ko uri umutindi,wafutanye, impumyi? Kandi nakugishije inama ng'uze ungureko," Aravuga ati:"amavuta n'inzahabu." Kubera iki yabikoze?

Kubera iki Yaretse uku kwigana kugahagurukamuri iyi misi ya nyuma, mu gihe ibi bintu biriko birashika biciye kw'Ijambory'Ukuri ry'Imana; hama Ikareka abiganyi bakaza bagakora kwa kundi nyene, kandibahakana Ijambo ry'Ukuri ry'Imana? Yarabikoze kuri Mose. Farawo yabikoze agwanyaMose; hamwe n'abo, Yane na Yambure, babikoze bagwanya Mose. Kandi Bibiliyaivuga ko vyokongeye kuba mu misi ya nyuma. Niho turi. Rero, namba ivyo AtariIvyanditswe bishikijwe, vyoba biri hehe?

108 Mose yobayarabaharirije avug'ati: "Aha! Aha! Ntimushobora kubikora. Ni jewe jenyenenatoranirijwe kubikora. Aha! Ni mubihagarike, Ubu nyene."? Yarabaretse gusabarabandanya.

Mubarekebabandanye. Mwibuke, Bibiliya ivug'iti: "Nk'uko ubusazi bwabo bwagaragajwe,niko n'ubwaba bo mu misi ya nyuma buzogaragazwa," Igihe Umugeni azozamurwaakajanywa mu kirere. Nimurabe neza.

109 Mose, Ijambory'ukuri rigaragajwe, ntaco yigeze avuga, yararetse gusa barabandanya. ArikoYabikoze kugira akomantaze umutima wa Farawo, Azimize Farawo.

Ivyo nyenenivyo Yakoze kugira ngo azimize Ahabu. Kandi uyo mugabo umwe muto ahagazeng'aho ari wenyene, ki Mikaya, kababwira gati: "UKU NIKO UHORAHO AGIZE." Ahanaho hahagaze uwundi, asizwe: "UKU NIKO UHORAHO AGIZE." Kandi bagahushanya, umwe n'uwundi.

110 Duhagararanyeuno musi UKU NIKO UHORAHO AGIZE, ko umubatizo wo mumazi mu misi ya nyuma wobayemw'Izina rya Yesu Kristo. Hama uwundi muntu agahagarara agakora ibitangaza,kandi, Umunyabutatu.

Nimunyerekeijambo 'ubutatu' muri Bibiliya. Nyereka ahantu hariImana zitatu. Nyereka ahantu hari ibintu nk'ivyo. Si mw'Ijambo ry'Imana.Ntakintu nk'ico kiriho c'umuntu yigeze kubatizwa mw'izina rya "Data, Mwana, MpwemuYera," hakoreshejwe ayo majambo.Ibi bintu vyose: "O, ni neza, bashikanje. Nivyiza cane, mugire miremire…imishatsi yanyu migufi. Ni vyiza cane,ntimutegerezwa gukora ibi, birya, canke biriya. O, ubwo ni ubujuju, ibipfunguvya kera bishaje."

Ariko Bibiliyairabivuga! Kandi Yarasezeranye: "Mu misi ya nyuma, Yorungitse Impwemu ya Eliya,Igahamagara abantu, abana b'Imana, bagaruke ku Kwizera kwo ku nkomoko nk'ukovyari biri mu ntango, y'Ijambo." Iryo Jambo ryoshingiye intahe, Umwana w'umuntumu misi yanyuma, co kimwe nk'uko vyari biri i Sodomu; ejo hahise, uno musin'ibihe vyose. Yarasezeranye kubikora. Ni isezerano ry'Imana. Ni UKU NIKOUHORAHO AGIZE.

111 Nimurabe neza, bakoze co kimwe, neza na neza, nka Mose, gushika aho Imana biyiduhira.Ubu rero, mwibuke,ni UKU NIKO UHORAHO AGIZE, ko ivyo vyoshitse muri iki gihe. Ubu rero, nimurondere ahariho hose mw'isi; mufate kira kagwi, mufate kira muryango, mufatekira muntu, mufate kira shengero! Ndabategetse, mw'Izina rya Yesu Kristo, mwebwe abavugabutumwa, gukora ivyo. Ndabategetse gusoma ibinyamakuru cankegufata nkama aho hose mushaka kugenda, hama murabe namba bitari kw'isi ubunyene. Murabona? Kandi Matayo 24:24 ni iy'ukuri neza. Abasizwe, b'ikinyomabazokwaduka mu misi ya nyuma, kandi bazoba ari abavugishwa b'ikinyoma,banazimize na benshi." Ni muvyihweze ubu rero mu bigereranyo, ukwo birikobiraza, murabibona, "Bozimije benshi." "Abavugishwa," mu bwinshi; "Bakristo,"abasizwe, mu bwinshi; benshi batandukanye, Metodiste, murazi, na Batiste, naPentekote, n'abandi n'abandi. Murabona? Ariko hariho Mpwemuumwe w'ukuri wa Kristo, nawe n'Ijambo ryacitse Umubiri nk'uko yasezeranye kubikora.

Ubu rero dutereintambuko tuja imbere gatoya, ku bindi Vyanditswe. Gushika aho, Imana vyayiduhiye, rero vyaribirangiye. Ubusazi bwabo bwari bugaragajwe.

112 Nimurabe neza.Mwibuke, igishishwa gisa neza na neza nk'urutete rw'ingano. Murabona? Rero,ntimwari mushoboye kuvuga, hariya inyuma mu gihe ca Luteri, muti: "Umutumbawari urugano," ariko naho biruko wari ufise ubuzima muri wo. Umutumba ni mwiza,Ubuzima bwari mu mutumba bwari bwiza, ariko, mwibuke, bwarabandanije kugenda,bwavuye muri Elisa buja muri Eliya. Ubuzima burabandanya kugenda budahagarara.Ariko, mwibuke, buri ku rundi rugero. Ntibushoboye kuguma kuri rurya rugero.Ntidushobora kurya umuvyimba wo mu kindi gihe kanaka. Ntidushobora kurya umuvyimba wa Pentekote, waMetodiste, canke wa Batiste. Murabona, vyahindutse ivyaboze. TurafiseImfungurwa zikirimwo Ubuzima, Ijambo rya kino gihe, n'ibindi.

113 Mwibuke, igishishwa gisa neza na neza nk'uruteterw'urugano. Ntimushobora…Nticasa na rwo mu muvyaro, nticasa na rwo mu mezeza,ariko gisa narwo mu gishishwa. Ntivyasa mu…Yesu wa Wundi nyene, muri Luteri;ntivyasa na rwo muri Wesley; ariko birasa neza muri Pentekote, "vyozimijen'Abatoranijwe iyaba vyoshobotse." Murabona? Ng'ivyo ibihe vyanyu.

114 Ariko mwibuke,kw'ishengero rya Pentekote, mu misi ya nyuma, ryari Lawodikiya; kandi Kristoyari

yasohowe hanze, Ikibuto, Urugano, rwo ubwarwo. Igihe Yagerageza…Mwibuke,igihe Yagerageza kwigaragaza mw'ishengero, Yaciye Asohorwa hanze. Ryagumye ariishengero, rivugwa kwari ryo, risizwe.

Ariko ng'iriIjambo, Kristo Wenyene, ni Ijambo risizwe rizoza ku Mubiri Wiwe wose, Umugeni.Abasizwe, n'aya mazi nyene avomera urugano, nk'uko twabivuzeko, avomera kandin'ugwafu, abasizwe. Abatoranijwe gusa,canke ababigenewe, bazoshobora gutoraitandukaniro riri hagati yabo. Rero, abanyefeso 5:1 harabitubwira, n'ukuntu vyari bimeze.

115 N'abasizwe.Bose baravuga bati: "Imana ishimwe! Turarose umwidegemvyo ng'aha. Haleluya!Tu...Ôo, haleluya! Turavuga mu ndimi, tugasimba. Turaronse umwidegemvyow'abagore; mwa bantu, mwebwe mugerageza kubikoreza ivyo bintu vyose." Murabona?Ni mwibandanirize. Nta kintu na kimwe mwokora kiriho. Muravuga muti: "Ehe,turavuga mu ndimi. Turasemerera. Turatamba muri Mpwemu. Turigisha Ijambo." Ukwon'ukuri. Nta kiriho covugwa co kubigwanya. Rero niko n'abo bagabo bakoze, ahamuri Bibiliya.

Yesuyavuz'ati: "Vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyari ibishoboka, n'Abatoranijwe."

116 Rero ni murabeneza, igishishwa…Kuri rwa Rutete rwo ku nkomoko, Urutete rwagiye mw'ivu,ntigwari idini. Rwari Urutete rumwe, muri Rwo nyene. Ariko igihe rwasokoroka,ntigwari ruri Urutete; rwari idini, murabona, amababi, ikigori.

Hama rucarwinjira mu rundi rugero, rw'amezeza. Naho ntirwari bwase no ku ntango. Rwari idini.

Ruca ruja mugishishwa, amababi menshi, Pentekote, aho rusa nugwamaze gufata ishusho. Nimururabe. Ruguma rufata ishusho akanya kose, neza na neza co kimwe, rurasa nezana neza n'Urutete rw'ingano, iyo mubonye ako gashishwa.

Ariko ubwa nyumaRurigaragaza, atari idini. Nta bitwazi bindi biriho. Idini n'igitwazi gusa. Ntabitwazi bindi; umutumba utegerezwa gupfa, igishishwa gitegerezwa gupfa, ikindikintu cose gitegerezwa gupfa, ariko Urugano ruguma rubaho. Uwo n'umubiriw'izuka, Aramanukayo, Agaca Abaduza hejuru. "Abo ari abanyuma bazoba abambere,kandi abo ari abambere bazoba abanyuma." Murabona, Abaduza hariya hejurumw'izuka. Muriko murakurikira ibi? [Ishengero rivuze riti: "Amen." -Umw] Neza. Nimurabe neza, urutete ni...

117 Igishishwa gisa neza na neza nk'urutete. Kandiumuntu arima umurima w'ingano, canke ikindi kintu kindi, yoshobora kurabaakavug'ati: "Imana ishimwe, ndaronse umwimbu w'ingano," mu gihe ataronsen'urutete na rumwe rw'ingano. Murabona? Gisa neza na neza n'urugano, ariko ni igishishwa.

118 Rero, bagenzi, ni musubirane inyuma nanje.Umuvyuro wa mbere wavuye hehe, inyuma (y'urupfu) imisi aho urutete rw'uruganorwategerezwa kugwa mw'ivu, Umubiri, Umugeni wa Kristo? Mbe Kristo yaragizeidini Umugeni Wiwe, nivyo, Ishengero Ryiwe? Ntiyigeze arigira idini; Yashizehogusa intumwa, abavugishwa, n'abandi, mw'Ishengero, mu kurizigama ryera. Ariko iNikeya, i Roma, inyuma y'imyaka amajana atatu n'itandatu, bararitunganijebarigira idini. Mbeg'ukwo n'ukuri? Hama rirapfa. Ikitari cemeranya n'iryoshengero cose carishwe. Kandi riguma ukwo, imyaka amajana n'amajana, mw'ivu.

Ariko haciye igihe,ryaraserutse kuri Luteri. Utubabi twambere tw'ikigori turaseruka. Ubwa kabiri,carashuritse uhereye aho. Barabandanije, bararonka Zwingli n'abandi, hamwen'ayandi madini n'ibindi. Rero, haciye igihe, haje Angilikana.

None haciye habaiki? Ng'uyo Wesley araje n'umuvyuro mushasha, amezeza, arushiriza kugomba gusan'Urugano. None haciye haba iki kuri ryo? Ryaritunganije, hama riruma kandirirapfa.

Ubuzima bwaciyebuja mu gishishwa, hama igishishwa naco caje gisa neza na neza nk'Urugano. Ariko, mu nyuma, ubusazi bwacobwaragaragajwe mu myaka nk'umunani canke cumi iheze, cane cane mu myaka itatuya nyuma. None cakoze iki? Cikuye ku rugano.

119 None ni kubera ikihatigeze hatangura idini muri iyi myaka mirongo ibiri y'uyu muvyuro uhambaye;n'abavugishwa basizwe, abigishwa basizwe, n'abandi, ariko ni kubera ikiatarirho? Nta kindikintu kirenga ku Rugano. Murabona, riguma ng'aho, ata dini. Ôo, impumyiyoshobora kubibona. Ntirishobora kwitunganya; Rirabigwanya mu buryo bukomeye.N'urutete rw'Urugano, Rwo ubwarwo. Umwana w'Umuntu azogaragazwa. Uruteterw'Urugano ruzosubira kubaho Rwo nyene, Umwana w'Umuntu mu minsi ya nyuma. "Kandi hazozaabarwigana b'ikinyoma, mu misi ya nyuma, bazohakwa kuzimiza n'Abatoranijweiyaba vyari ibishoboka." Ni murabe ibishishwa vyabo vy'ikidini biriko birakurwako uno munsi.

120 Vyemerera gusa Urugano ko rumenyekana ku Batoranijwe, bo bari igice caRwo. Raba neza rero ukwobiriko biragaragazwa neza ng'aha. Gusa...Mwihweze, abasizwe barashobora;Abatoranijwe b'ukuri, babigenewe, Abanyefeso 5:1, ahubwo 1:5, bazoba ariabashizwe mu gikorwa, batoranijwe. Ni bo bonyene bitazohenda.

Raba neza,abavugishwa basizwe bazoba ab'ikinyoma, kandi hagati mur'abo hazoba abasizweb'ukuri.

Muzobatandukaniriza kuki? Kw'Ijambo, nk'uko tubifise mu gitutu. Murabibona? Ni muvuge "Amen." [Ishengero rivuze riti: "Amen." -Umw.] Murabona?

121 Ni murabeneza, abasizwe, Ijambo ryonyene ni Ryo rizobatandukanya, si ibimenyetso. Ôo, oyaye. Bazokora ibimenyetso bimwe,ariko ni Ijambo ryabatandukanije. Koko. Bose baravugishwa. Bose barakoze ibi,birya na biriya, koko, neza na neza cokimwe. Yesu yavuze ko bokoze bimwe. ArikoIjambo ni ryo ribatandukanya, raba neza, si ibimenyetso.

Mwabibonyeneza? Yesu yavuze hano,muri Matayo 24. Ntiyavuz'ati: "Hazokwaduka ba Yesu b'ikinyomamu misi ya nyuma." Ôo, oyaye, ntibokwigera bavyihanganira. Dufatenk'umupentekote, umupentekote w'ukuri, avuze, ko ari "Yesu"? Dufateumumetodiste w'ikinyoma, canke umubatiste, canke uwundi nk'uwo, canke rimwe mumadini, rikavuga riti: "Turi Yesu"? Baravyirinda cane. Ntibobikora. ArikoBibiliya ivuga ko bobaye "bakristo b'ikinyoma," si ba Yesu, ariko "bakristob'ikinyoma," Ntibokwemera kuvuga bati: "Ndi Yesu." Ôo, oyaye.

122 Ariko ni "ba Kristobasizwe," kandi ntavyo bazi, kubera banyuranya n'Ijambo. Kandi Imanaibishingira intahe ukwo nyene. Ubu rero, ngomba ivyo vyose ndabizane ku gipimokubera mumaze kubona ivyo bintu nyene bikorwa n'abo bantu, nk'ivyakozwe mub'ukuri. Kandi Yesu yarabivuze.

Rero,nk'uko nabivuze, kuri mwebwe muri hariya mu bihugu binyumva kuri terefone,jewe...Sindiko ndabacira urubanza, ariko iri n'ishengero ryanje na—n'umugwiwanje uwo Mpwemu Yera yampaye, kandi ntegerezwa kuribwira Ukuri. Igihe kiragiye cane.

123 Rero,ntibovyihanganiye, ariko, "bakristo b'ikinyoma," abasizwe, b'ikinyoma, bafisehafi kira gitangaza na kira rudome rw'Ijambo. "Barizera umubatizo Umwe MpwemuYera?" Nta nkeka. "Barizera ibi vyose?" Egome. "Barizera ukuvuga mu ndimi?" Egome."Barizera ibimenyetso n'utwumiza bibakurikira, ibimenyetso bizobakurikira?" Egome.Abo s'Abametodiste, abo s'Ababatiste. Oya, oya. Abo n'Abapentekote. Murabona? Iki n'igihe canyuma.

Rero, mu gihec'ishengero rya mbere ntibokwigeze babibona. Igihe c'ishengero rya Metodiste,ntibigeze babibona; igihe c'ishengero rya Batiste, ntibigeze babibona; igihec'ishengero rya Peresipiteriyano, ntibigeze babimenya. Ariko Abapentekote,baregereye neza nka ca Kintu c'ukuri! Aho ni ho, Urugano...igishishwa kihakwagusa n'Urugano. Ntibokwigeze babibona. Murabona? Ntibokwigeze. Ariko ni mu minsi ya nyuma, uyu munsi. Egome mushingantahe.

124 Ni murabeneza, neza na neza nk'uko vyari biri kw'itanguriro, niko bizoba kw'iherezo. Nkakurya Eva yasiguye nabi Ijambo rimwe, Shetani yararisobanuriye Eva, nawe acaararyizera. Umugore, s'umugabo; ishengero, si We. Murabona? Ishengero niryoryaronse Ijambo ry'ikinyoma. Murabona? Si Adamu;ni Eva. Si Kristo, ni umugeni, asizwe, uwigira kw'ari we. Yiyita we nyeneUmugeni, murabibona, yaronse ijambo ry'ikinyoma.

Mbega ntimushoborakubibona? Ehe, biratonze neza nk'imigozi y'ibirato, nk'ingohe ku maso yanyu.Ehe, aho mworaba hose, muri Bibiliya, Irabifatanya vyose hamwe. Eva, si Adamu;Eva yararyizeye, si Adamu. Umugeni uno musi, uwo kw'izina, aravyizera ;ntabwo ari Kristo. Umugeni afise ubwoko bwose, umugeni wo kw'izina; ibimenyetsobimwe, ibitangaza bimwe, vyose bimwe ; ariko si Umwe w'ukuri. "VyozimijeAbatoranijwe iyaba vyari ibishoboka." Ubu rero tunyarutse, nimba dushobora kuzoba twabihejeje mu minota cumi n'itanu,tuzoba turi ku mwanya. Ubu rero muvyihweze mu bwitonzi ntangere, rero ntimuzo...ntimubure kubitahura.

125 Rero, oya, ntibokwihanganiye kwitwa "ba Yesub'ikinyoma." Ntibobaye, ntibokwihanganiye kwitwa "Yesu." Haba na mba. Ivyobiragaragara cane. Uwariwe wese yomenya ko atari ba Yesu. Ntaco bitwaye ukwoboba bafise amavuta ku mugongo, n'amaraso ku biganza, n'ahandi hose hakikijeamaso, bomenya n'aho biruko k'atari…Uwariwe wese akwije ubwenge, yomenyakw'atari Yesu. Murabona, ntibazovyihanganira. Bibwira gusa kwari "abasizwe."Kandi barakora utwumiza n'ibitangaza, "vyohakwa kuzimiza n'Abatoranijwe.""Ariko hazokwaduka bakristo b'ikinyoma, abasizwe, kandi bazozimiza abatoranijweiyaba vyari ibishoboka."

126 Ubu rero nimwitegereze neza. Ntimuhushe iri jambo, kubera rirakwiriye kwumvirizwa.

Ariko arashiraudushashi turiko uburembo kur'iyi mikoro, kugira atume itaguma inyiganga.Nagumye mbira icuya, na co kigaca gikorokera kuri utwo dusashe tuboha turikouburembo, murabona.

Hanyuma rero, vyobaye nk'uko Bibiliya yavuzeko vyobaye. Murabona?

127 Ni murabe neza, siba Yesu b'ikinyoma. "Ba Kristo b'ikinyoma!" Barizera ko basizwe amavuta, arikobarazi ko batari Yesu. Murabona, ivyo biraboneka cane. Hamw'uno musi, umuntuyoza akavug'ati: "Raba inkovu mu kiganza canje. Raba kuruhanga rwanje. NdiYesu." Rero, turazi kw'ivyo ar'ikinyoma. Kandi mwibuke, Yesu ntiyigeze avugakw'abo bantu bokwadutse. Yavuze ko hokwadutse "ba Kristo b'ikinyoma." "Ba Kristo,"mu bwinshi, amadini, n'ibindi, abasizwe; abasizwe n'impwemu y'ikidini, atarin'Ijambo.

Murabikurikira? Atari Yesu w'ikinyoma. "Bakristo b'ikinyoma,"abasizwe, b'ikinyoma. Murabona? Ôo, es'ukuntu biboneka neza? Es'ukuntutu...Koko ntimuze kubihusha!

128 Rero, mwibuke, namandababwira ko har'imigwi itatu y'abantu. Har'ubwoko butatu bw'abantu: Hamu,Shemu na Yafeti, ubwoko butatu. Imigwi itatu, kandi naravuze ko ari uwizera,uwigira uwizera, n'uwutizera. N'ikovyamye biba, n'iko bizokwama biba. Murabona?Hariho Mose, uwizera; hariho Yane na Yambure; abatizera. Murabona? Hariho Balamu;Mose...Imisi yose, iyo migwi itatu y'abantu, imigwi itatu; abizera,abigir'abizera, n'abatizera.

Rero mwibuke, uwutizera, ishengerory'ikidini, ntiryizera ikimenyetso na kimwe, rirakonje, rishimikiye kuvyanditswe, riraremerewe, ishengero mw'isi, idini. Ariko uwigir'uwizera nicagishishwa. Ni wa wundi yigira uwizera. Hama hariho uwizera nyawe w'ukuri koko.Rero, ubu nimubihweze uko bagenda, akanya gatoya.

129 Kandi murabe nezaukuntu abo batizera bashir'amanga, canke abo bigir'abatizera, n'abatizera. Ôo! Barashir'amanga, raba, n'ingene Shetani yahagaze neza na neza mu Nyongaz'Ijambo, akavug'ati: "Handitswe ngo!" Nivyo?

Kuber'iki Shetaniyabikoze? Ni kubera atigeze amenya Ijambo kur'ivyo...Yaraz'Ijambo ko ryari iry'ico gihe, ariko yarakekeranya k'uwo Mugabo muto yiyoroheje ariwe iryoJambo. "Nimb'ur'Umwana w'Imana. Ndazi k'Umwana w'Imana arik'araza, kuberabivugwa ko Yoje. Kandi handitswe ngo: 'Azokuragiza abamarayika biWe.'Murabibona? Binyemeze! Kora igitangaza! Reka ndakubone ugikoze." Murabona? Murabona?

Murabona,uwutizera, uwigir'uwizera, uwigana. Raba Yuda neza na neza hagati muri bo,akaba kandi, uwigir'uwizera! Murabona? Raba neza, hariho n'Ijambo ry'ukuri.

Es'ukuntu bashir'amanga! "Ntushir'umutimakur'ubwo bujuju. Nta kintu kirimwo. Ntimujeyo. N'ugwamo rwinshi gusa. Nta kintukirimwo mur'ivyo. Vyose n'ibitito. N'ibiri mu vyiyumviro vyanyu." Murabona,murabon'ivyo nshaka kuvuga? Guhagarara mu Kubaho kw'Ijambo hama akavuga ivyo.

130 Es'ukuntubashir'amanga! "Ntushir'umutima kur'ubwo bujuju. Nta kintu kirimwo. Ntimujeyo.N'ugwamo rwinshi gusa. Nta kintu kirimwo mur'ivyo. Vyose n'ibitito. N'ibiri muvyiyumviro vyanyu." Murabona, murabon'ivyo nshaka kuvuga? Guhagarara mu Kubahokw'Ijambo hanyuma akavuga ivyo.

Satani yaraje neza na neza ng'aho. Nk'ukoBibiliya ivuga hariya muri Yuda: "N'Umumarayika mukuru, igihe yaharira na Satani,yavuz'ati: 'Uhoraho aguhane.'" Agwanya Ijambo Ryo nyene.

Ng'uyu rero anti-Kristo,uwusizwe, ahagaze neza na neza ng'aha agwanya Ijambo ry'ukuri ry'ico gihe, YesuKristo, avug' ati: "Handitswe ngo."

131 Ni murabe mu minsi ya nyuma. "Vyobaye vyegeranye cane, vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyoshobotse."Ôo, ikizotuma Abatoranijwe batazozimira, murazi kuber'iki? Ni kuberabar'Ijambo. Murabona? Neza na neza nka bwa Buzima buri mu mizi, navuze mu kanyagaheze, ntiRishobora guhakana Ijambo. Murabona, n'Ijambo, mu gihe c'Ijambo.Ukwo n'ukuri.

Neza na neza nk'uko Yeremiya yarabizi. Ntacobitwaye ivyo Hananiya yavuze, yarazi aho ahagaze. Nico kimwe neza n'ivyo Moseyakoze, na—n'abandi bose. N'uko yarazi, kwataco bitwaye ivyo umuvugishwaw'ikinyoma yavuze, ko harih'Ijambo ry'Imana. Ryari ryanditswe.

Nico gituma Mikayayashobora kuvug'ati: "Neza, we gusa rindira urabibona."

Ahabu aravug'ati:"Ndizera abavugishwa banje. Idini ryanje n'iry'ukuri. Ni natabaruka amahoro… Ururugabo murushire hariya mw'ibohero. Nzorufatir'umwanya! Muruhe umutsimaw'inticantikize. Murusohore, ntimwongere kugiranira isangira na rwo. Ninatabaruka amahoro, tuzofatira umwanya urwo rugabo."

Mikaya aravug'ati: "Niwaramuka ugarutse,Umwami ntazoba yambariye." Yarazi kw'afise NIKO UHORAHO AGIZE, kandi iyerekwaryiwe ryari neza na neza riri kumwe na NIKO UHORAHO AGIZE; atari kubw'ikindigihe, ariko kubw'ico gihe. Amen! Aleluya! Igihe! Ashir'amanga, ahagarara agaharira n'Umumarayikamukuru! Vyaravuzwe ngo: "Ibijuju bizotambukisha ibirato bifise vy'amatalo maremare, ah'Abamarayika batinya guhonyoza ikirenge." Ukwo n'ukuri.

132 Igituma Yesu yavuzeyuko Abatoranijwe batazozimizwa, ni kubera bar'iryo Jambo. Ntibashobora kuba ikindi kintu. Nta kindi bashoborakumva. Nta kindi bazi. Ukwo n'ukuri.

Mwibuke, Mosentiyahungabanijwe n'ukwo kwigana kwabo kwose. Sivyo? Mose yaravuz'ati: "Rero,rindira gatoya, Farawo. Urabizi? Uhoraho yambwiye kukora ibi, arik'Imanaishimwe, ndabona n'abahungu bawe barashoboye gukora co kimwe. Rero, ndakubwireivyo nza gukora, ndifatanya nawe?" Oya! Ntibisa n'ivy'umuvugishwa w'Imana. Oyan'ukuri! Yahagaze neza na neza ashikamye ukwo yarashoboye kwose. Yarazi, neza,kw'Imana yovyitayeho ukwo biri kwose, kubera yabisezeranye.

“Nzobana namwe.Nsinzobata.”

133 Yar'abizi.Rero ntiyigeze yifatanya nabo. Ôo, oyaye. Yagumye ng'aho, ari kumwe nabo. Ntana kimwe yashatse co mu madini yabo. Yagumye ng'aho, ari kumwe n'Imana.Ntiyigeze ahungabanishwa n'ibintu vyose bari bashoboye gukora. Iyo bakozeikintu kimwe…Yaratuma inda ziza; bagatuma inda ziza. Yaratuma amaraso abaho;bagatuma amaraso abaho. Yaratuma ibintu vyose bibaho; mu buryo bwosebaramwigana, hose. Yaritekaniye. Yarazi neza kw'Imana yari mu gikorwa.

Ubu reromurabitahura? [Ikoraniro rivuze riti: “Amen.” —Umw.] Mufashe bibiri na bibiri,bitanga bine. [“Amen.”] Ntimukeneye gushuha cane gose? Rero, rero mu — muratahura,murabona?

Kuber'iki?Ntibazohendwa na vyo. Uwizera w'ukuri, n'Urubuto rwatoranijwe rwoshikamye mur'iki gihe.

134 Nk'uko kandi,Yesu yavuz'ibi: “Benshi bazoza kuri uwo munsi, mw'Izina ryanje, bavuge bati:'Mwami, sinirukanye abadayimoni mw'Izina ryawe?'” Yesu yavuz'ati: “Mu minsi ya nyuma,mu gihe igihe kizoba giheze, hanyuma izuka rihambaye rikaba, ko benshi bazozakandi binjire mu Bwami.” Ubwami bw'Imana buri muri mwebwe.

Benshi,ivyatsi bibi bizoza vyicarane n'Urugano, bivuge biti: “Rero, rindira gatoya,Mwami! Naravuze mu ndimi. Naratambiye muri Mpwemu. Narirukanye abadayimoni.Naravuze mu ndimi. Narakoze ibi bintu vyose.”

Yavuz'iki? Ni murabeneza. “Mwa nkora bigabitanyo mwe, sinigeze Mbamenya.”

135 “Ikigabitanyo” n'iki? Mubaz'umuntu kanaka. N'“ikintu uba uzi ko wategerezwa gukora, hanyuma ntugikore.” Barazi iryo Jambo.Bararyumva. Muriko murumviriza iyi bande. Muriko murumviriza ubu Butumwa.Murabona Umwami Imana avug'uko; muraMubona aBwemeza, aBugir'Ubw'ukuri. Kandimurazi Ibi biragaragara neza, nk'uko izuba ririko ryaka aho hanze. Ariko mwebwemwumiye ku madini yanyu, mwumiye kur'ivyo bintu vy'ikinyoma;mwabakor'ivyukugabitanya mwe!

“Ôo, ego,narakoze ibikorane bihambaye. Nakoze ibi. Nakoze biriya.”

Aravug'ati:“Numve iruhande, wa mukozi w'ibigabitanyo we, sinigeze Ndakumenya.”

“Erega,Mpwemu Yera yaranjeko.” Ivyo sindabikekeranya na gato. “Naravuze mu ndimi. Nararirimbiyemuri Mpwemu. Narakoze...” Ivyo sindabikekeranyako na gato. Nta kibazo kur'ivyo.Ôo, mwene Data, mushikanje, mbeg'ukuntu ibintu bimeze.

Iki n'igihegitey'ubwoba. Turi hehe? Iri Jambo ririko riragaruka mu Buzima uno munsi. Nimurabe neza.

136 Ego, Yavuze kobobikoze. Raba neza. “Mwa bakora ibigabitanyo mwe.” Ndafise Icanditswe nanditseng'aha. Sinzi neza na neza ahariho. Nafashe umwanya muremure. Ndaza kukiraba,akanya gato, mbone ico carico. Ndose—Ndose Matayo 7:21. Jewe—Sinzi nihehe nezana neza. Jewe, rimwe na rimwe, sinandika na kimwe, rero, nda—ndavug'Ubutumwaukwo, nki—nkibagira ivyo nariko ndisunga mu Vyanditswe. Matayo 7:21.

Umuntu wese amvumereza, ati Mwami, Mwami; si weazokwinjira mu bwami bwo mw'ijuru, atar'ukora ivyo Data agomba.

Benshi bazombwira kuri wa musi, ngo Mwami, Mwami,ntitwavugishijwe...

Abavugishwa,abasizwe! Sivyo? “Mbega ntitwari umuvugishwa? Ntitwari dusizwe, uwusizwe? Sinavugishijwe mw'Izina ryawe? Kandi mw'Izina ryawe sinirukanye abadayimoni?”Mwokora ivyo gute, hanyuma mugahakana kubatizwa mw'Izina rya Yesu? Murabona? Ôo,murabona ukuntu ar'ivy'uruhendo? Barashika kuri urwo rugero, bagaca basubirainyuma. Barashikira Ijambo, hanyuma bagaca basubira inyuma. Ni mwihweze reroibi. Tuvyerekane neza, mu kanya gato.

Benshibazombwira kuri wa munsi, ngo...Mwami, Mwami, ntitwavugishijwe,twar'abavugishwa?

Ego, nabivuzemuri Matayo 24:24.

...ntitwasendaabadayimoni mw'Izina ryaWe, ntitwakora utwum-... ibitangaza vyinshi mw'Izinaryawe?

Niho Nzobajinjibura, Nti: ntaho Nigeze Mbamenya; Mvirahomwa bakora ibizira mwe.

“Mu giheRyashizwe imbere yanyu neza kandi mukaRibona, mukaribona ririko riragendagenda,mukaboka kwar'Ijambo; ariko kubw'amadini yanyu, mugaca muguma muyumiyeko.Sinigeze ndabamenya. Ntaco bitwaye amadayimoni angana gute mwoba mwarirukanye,kangahe mwakoze ibi na biriya, nta nakimwe ndabaziko.”

Balamuyavuz'ati: “Navugishijwe vyo, mw'Izina ryaWe. Vyarashitse.”

“Ivyon'ukuri koko, ariko, igihe mugeze kw'Ijambo, muca murihakana.”

Ôo, mwene Data,murabona igice c'uruhendo? Si “umuvugishwa,” neza, ariko kw'Ijambo, Ijambory'ukuri, Ijambo ryashingiwe intahe riragaragazwa. “Mwa nkora ibizira mwe!”

137 Kugerageza, Satani yaragerageje mu bihe vyosekwigana Ijambo ry'ukuri. Ivyo turabizi, sivyo?

138 Ni murabeneza, baraza bagashika ku rubibe bagaca baheba. Ni murabe ng'aha, yavuze, muBaheburayo ikigabane ca 6 (Rero, twariko turasoma mu kanya gaheze, nababwiye kotuza kuhagarukako, kandi turaza kubikora muri iyi minota ibiri canke itatuirimbere. Yavuz'ati:

...arikw'iyo zimeze mw'imikere n'ibitovu...zibazisivye, ziba zisigaje gatoya zikavumwa, iherezo ryazo n'ukuvumwa. (Kurubibe!)

...mwebwe mwatamiye Ingabire iva mw'Ijuru,...

“Batamiye,” muyandi majambo, mwaraRibonye! Ntimushobora [Mwene Data Branham akubitaguye iminwa.—Umw.] kuRihonja mukoresheje umunwa nk'uku. Ariko mwaraRibonye, kandi mwarimuzi ko ryar'Ukuri. Mwari muzi ko ryar'Ukuri. “Batamiye ingabire iva mw'Ijuru.”

…bagasangira Mpwemu, mu gihe yabamanutseko,

…bagatamira Ijambo ryiza ry'Imana…

“Batamiye,”mwarabonye ko Ryari iry'ukuri. “Kandi Mpwemu Yera yarasutswe kuri mwebwe,”icatsi kibi mu murima.

…maze bakagwa bakabivamwo…

“Muguhakana waKristo nyene yabeza kandi akabahamagara, akanashira iryo sigwa kuri mwebwe.”

…ntihaba hagisigaye ikimazi c'ivyaha,kur'ivyo.

Ntibiharirwa!“Ntibishoboka kuri bo kwongera kugaruka ku kumenya Ukuri.”

Kuko bidashoboka kur'abo ba…bagasangira Mpwemu Yesu,

Igwa ku vyatsibibi, murabona, “Yatanguranye na Yesu, kandi, 'Mwami, ndabigiyemwo,'” arikoigihe muhuye n'Ijambo, muca musubira inyuma. “Basangiye Mpwemu Yera, kandibanatamiye, canke bakabona Ijambo Ryo ubwaryo rigaragajwe.” Hanyumabakabivamwo, “Ntibishoboka na gato kuri bo kwongera kubibona cankekubigarukamwo.”

Ni UKU NIKOIVYANDITSWE BIVUGA. Rero, mwebwe… “Amajuru n'isi bizokurwaho, ariko Vyontibizovaho.” Murabibona? “Ntibishoboka na gato.” Bibiliya nikw'ivuga, kandiMpwemu arabishingira intahe.

139 Ni murabe neza,reka ndabah'akandi karorero. Ni murabe abo bantu basohotse kubw'ubuvugishwa bwaMose, basohotse iryo dini, basohoka ibintu vyose, bakurikira ubuvugishwa,bakabona ibikorwa bihambaye n'utwumiza, n'ibintu nk'ivyo, barashika ku rubiberw'aho binjirira.

Rero, Lee,ng'iryo “Izina ryawe mu Gitabu.” Murabona? Wahejeje kubitunganya neza. Mwebwemutari hano, na hariya—kubari ku murongo, ni Dokiteri Lee Vayle yicaye hano.Arikw'arahinyanyura imvugo y'iki gitabo c'Ibihe Indwi vy'Ishengero.Kand'ingorane yaradutse cank'ikibazo, kubijane “izina rikuwe mu Gitabuc'Ubugingo ca wa Mwagazi.” Murabona, birabacanganikira abavugabutumwa benshi.Ariko rindira gushika murons'ico gitabu, muzobitahura namba mufise Umuco namukeya muri mwebwe. Murabona?

Ni murabe neza, rero, muzohindukiz'umutwewanyu, kandi ntimuzonaKiraba namba mudashaka kukiraba. Nk'uko mama wanjeyakunda kuvug'ati: “Ntushobora kuronka amaraso mu muzi, kuko nta yarimwo.”

140 Ni murabe neza,Umuco utegerezwa kuza; si mu mwijima. Umuco uza ku mwijima, umwijima nawo ntiwawubona. Raba neza rero, abasizwemur'iki gihe.

Nk'uko Moseyasohoye abo bana ba Isirayeri; kandi barumvirije, barajuragizwa n'iryo hangarihambaye, hariya. Kandi, Isirayeri yar'ihurikiyemwo amadini yose. Nta gihuguyari bafise, nta iwabo yar'ifise. Yari mu rugendo ija iwabo.

Nta shengerodufise. Ntituri...Tu — Turiko tuja kw'Ishengero, Ishengero ry'Imfura, Ishengeroriri mu Bwiza; atar'ishengero riri kw'isi, ry'umuntu. Ishengero riri mu Bwiza,abahamagariwe gusohoka, batoranirijw'Ubuzima Buhoraho, murabona, ririkorij'Iwabo.

Kand'igihebashika mu kibanza co kujabukiramwo, baciye bakekeranya Ijambo, bacabarasubir'inyuma.

Mu nyuma y'aho Yosuwa na Kalebu n'abandi, bagiye hakuryabakazana imikama y'insukoni, kugira babemeze kw'igihugu kiriho, Ijambory'isezerano ry'Imana: "N'igihugu ciza, c'amata n'ubuki." Hama bakazabazizanye, kur'uru ruhande, kugira bakibemeze. Hama barayumviriza, baravugabati: "Ôo, naho biruko ntidushoboye kubikora."

Habay'iki?Bapfiriye mu bugararwa. Bagumyeho hanyuma baritunganya, hama barapfa, bose,kirets'abo bari baragiye ku rundi ruhande, bakaza bazizanye, Yosuwa na Kalebu.Mose yari yazamuwe. Ikigereranyo c'ukurindira kw'Ishengero; n'izukary'Isezerano rya Kera, Isezerano Rishasha, nawa Mubiri w'izamurwa. Murabonaivyo bitatu? Mutegerezwa kugumiza ku murongo ivyo bitatu, murabona rero,muwizera n'uwutizera. Murabona?

141 Ni murabe neza ukwo vyari "neza naneza"...Mwibuke, Imana ntiyigeze iharira ico gicumuro. None bazokwinjira gute?Namba ar'amahwa, uhereye mu ntango, n'amahwa kw'iherezo. Abatoranijwe gusa nibobazobibona.

142 Ni mwitegerezeneza rero. Neza na neza nko mu minsi y'umweranda Martino, imbere gato y'Igihec'Umwijima; umugabo mutomuto yubaha Imana. Ni bangahe bamaze gusoma ivyanditswen'umweranda Martino? Benshi muri mwebwe barabisomye. Twaragiye gutora ivyanditswen'umweranda Martino; umupatiri aravug'ati: "Ariko ntiyagizw'umweranda." Koko,ntiyagizw'umweranda n'abantu, ariko yagizwe mweranda n'Imana. Mpwemu Yerayatubwiye kumushira mu gihe ca gatatu c'Ishengero. Murabona?

143 Ni murabeukuntu yar'umuntu yubaha Imana; yahamagawe, yatoranijwe. Abavyeyi biwebar'abapagani. Se wiwe yar'umusoda. Yategerezwa gukurikira umurongo wiwe. Kandiamaze kujayo, akama yizera ko harih'Imana ahantu kanaka; umugabo wo mw'ishamba,kandi yarashobora kubona Imana. Umusi umwe yaciye impande y'igisagara, aho nahohar'uwusegerereza w'umusaza arambarayeho, arikw'arapfa, asaba uwo...Iryo joro yarakanye. "Ôo," aravug'ati: "Mumf'ikintu co kwifuka, iri joro mpava mpfa."

144 Nta n'umweyashaka ku bikora. Hanyuma Martino acaguma ku ruhande, aramwitegereza gatoya.Nta n'umwe yashaka kubikora. Yarafise umutamana umwe gusa. Yarakanye nawenyene, yari ku kazi, hamwe yo—acamuh'uyo mutamana. Niho yiyumvir'ati: "Twesebabiri turaza kuronka amahirwe yo kuguma turi bazima hamwe nogabura nawe." Nihoyaciye afata uyo mutamana wiwe, acawutaburamwo kubiri akoresheje inkota yiwe,acawufukisha uwo mutama asegerereza. Yamufukishije umutamana wiwe.

Bose bakavugabati: "Nimundabire irya nderetsi itwengeje. Ni mundabire urya musoda atwengeje. Yifutse igicec'umutamana."

145 Ijoro ryakurikiye,igihe atari ku kazi, aryamye mu gitanda ciwe, yarakanura. Aravye, hari hahagazemu cumba, Yesu Kristo ahagazeho, yambaye ca kimanyu c'impuzu gishaje kimwe yariyamwambitse. Yaciye amenya ningonga na ningoga: "Icomukorera aba bato Banje, niJewe mwagikoreye, ku wusizwe Wanje." Aryamye ng'aho.

Yari umukoziw'Imana ahambaye. Ishengero ryaramucokoye, riramuhama, riramusohora n'ibindivyinshi, ariko yari umuvugishwa w'Imana. Ivyo yavuga vyarashika. Kandi harihobenshi bamwizeye mur'ico gihe.

146 Nshaka kuberekaukuntu umugwanizi ar'umunyaruhendo. Umusi umwe yari yicaye mu vyigwa vyiwe.Hamanuka umumarayika w'inkomezi, yambaye igitsibo ku mutwe, n'ibiratovy'inzahabu, akenyeje umukanda w'inzahabu, aravug'ati: "Martin, uranzi?" Aravug'ati:"Nd'Umwami n'Umucunguzi wawe. Nd'umwe yagucungura. Nsenga, Martin." Arik'uwomuvugishwa, aziko harih'ikintu kitamenyerewe gitoya, aguma amwihweza.Aravug'ati: "Maritin, nd'Umukiza wawe, Yesu Kristo. Nsenga! Ntunzi, Martin?"

Martin aguma amuraba, Ivyanditswe bigumabizunguruka mu vyiyumviro vyiwe. Aravug'ati: "Satani, ja kure yanje."Aravug'ati: "Ufis'igitsibo ku mutwe wawe. Kand'Ijambo ry'Imana rivuga ko AberabaWe ari bo bazokwambika igitsibo kw'iherezo ry'igihe."

Mbega ivyo ntivyarikuba nk'icambo ku Bapentekoti ? N'ugumize amaso kw'Ijambo, mwene Data. Nihobigira ikimazi.

147 Umunsi umwekandi, ahaba abihebeye Imana, bari bafiseho umweranda w'umutama, n'umugwiw'abihebeye Imana bakiri bato. Harih'umwe yasan'uwudatekanye. Ni mubirabe, ng'uyu — umugani mwiza uyu munsi. Yashaka kubaumuntu kanaka arengeye abandi. Yashaka kwiyerekana, ugutegeka, ikintu kanakagihambaye, ikintu kanaka ciza, gityoroye, murazi, hamwe n'ibintu bininibihambaye. Yategerezwa kub'uwimbere. Imisi yose yashaka kw'abandi benedata bato… Murazi,yategerezwa kub'uwutandukanye. Murabona? We, ukwo biri kwose, yar'uwishirahejuru. Niwe gusa yashaka kuboneka. Nta numwe yashobora kumukorako. Reronimurabe ivyabaye. Yategerezwa kugir'ikintu gihambaye. Yategerezwa kwigereranyana—imiryango ihambaye. Muriko murankurikirana? Murabona? Niho yavuga,avugishijwe. Avug'ati: "Umwami yangize umuvugishwa najewe. Ndi umuvugishwa."

Rero,harih'umuvugishwa yamenyekanye mur'ico gihugu, nawe yar'umweranda Martin; yariyavutse

ar'umuvugishwa.

148 Ariko uwo muhunguaravuga, uwo akiri muto aravuga, uwihebey'Imana w'imyaka iri hafi ya mirongoibiri n'itanu, aravug'ati: “Umwami yangize umuvugishwa, kandi ndazakubibemeza.” Aravug'ati: “Mur'iri joro Umwami araza kumpa ikanzu nini nziza,ayinshireko, ikanzu yera, ncanza guhagarara hagati yanyu. Hama mwese murazakuza aho ndi, murabe, muce muhabwa amategeko avuye iwanje.”

Rero, ivyo ni mubigereranye n'uno musi,murabona: “Nzoba mukuru w'idini. Nzobitaho, mwebwe mwese abihebey'Imana.”

Kandi koko, “Iryojoro, imico yaraje mur'iyo nyubakwa,” niko ivyanditswe n'umweranda Martinbivuga. Ni mubisome. Kandi nivy'ukuri. Ni kahise. Hanyuma iyo mico iraza,abandi bose baritegereza, ng'uyo araje… Yari yambaye ikazu yera, ahagaze hagatiyabo. Aravug'ati: “Murabona bimwe nababwira?” Ariko binyuranye n'Ijambo.

149 Kandi igihe yazakurondera wa mutama arongoye iryo shure, yarazungurutse hirya no hino gatoya,aravug'ati: “Mwana, ivyo ntivyumvikana kwar'ukuri.” Aravug'ati: “Harih'uburyobumwe gusa.” Ng'ubu! “Harih'uburyo bumwe gusa kuri twebwe bwo kumenya. Bisan'ivyindengakamere.” Muhungu, abapentekoti bo bari kuba babimize, umuzi, ibuye,umugozi, igera n'ibindi vyose! Aravug'ati: “Igitangaza gisa n'icukuri, arikontigisa n'ukuri kw'Ijambo. Rero, turafis'uwo muntu, umuvugishwa asizwe, yitwaMartino. Ing'uhagarar'imbere yiwe.”

Uwo mugaboaravug'ati: “Oya, oya! Martin nta gikorwa afise mur'ibi.”

Acavug'ati: “Uragenda ukwo biri kwose.” Bacabamufata amaboko, bamujana imbere ya Martin, ya kanzu iciramuvako.

150 Murabona, “kuzimizaAbatoranijwe iyaba vyoshobotse.” Murabona, barabazi. Yesu yavuz'ati: “IntamaZanje zirazi Ijambo ryaNje.”

“Ôo,” muravugamuti: “'zirumva Ijwi ryaNje.'”

N'Ijambo ryiWe.“Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ariko n'Ijambo ryose.” Murabona?Uwatoranijwe arabizi. “Ijambo ritamenyerewe, cank'ijwi ritamenyerewe,ntibazorikurikira.”

Nico cashikikiye babagabo; ntibakurikiye. Baribazi ko Martino ari ng'aho, umuvugishwa w'ico gihe,yamenyekanishijwe n'Imana biciye mw'Ijambo, az'Ijambo. Kand'uwo mugabo ntiyariguhagarar'imbere yaRyo.

151 Yaravuze kand'ati:“Ahari Umuvyimba,” canke Ijambo, “Mur'ico gihe, inkona zizokoraniho.” Rero iyoni Mat-...Mushaka kuvyandika, ni Matayo 24:28. Imbere gatoya, Matayo 24:24; imirongo ine musi yaho, murabona, namba mushaka kubitahura. “Ah'Umuvyimba urihose,” Manu iri, Ijambo riri, “niho inkona zizokoranira.”

152 Rero, ntegerezwakwihuta. Naravye harya hama ndabona n'igihe ki...Ni—n'isaha zitandatu zirengakoiminota indwi cank'umunani. Ngomba nyarutse cane, canke turabimariza ku mugoroba,uko mushaka. Kano gatondo canke ku mugoroba? Ee! Ni bangahe bategerezwa gutahamuhira inyuma y'igikorane, reka turabe amaboko yanyu, murabona. Ôo, vyizatwobandanya!

Murantungakubafatira mwebwe abari hariya ku materefone nk'uku, ariko ndanyarutsa. Nivy'igicirokurusha amahera yanyu. Ndizera kw'ariko biri kuri jewe, murabibona. Amafarangayanyu azopfa. Ibi ntibizopfa; n'Ijambo. Murabona?

153 “Ah'Umuvyimba hose uri, nih'inkonazizokoranira.” Aho Umuvyimba,aho i—i—icishwe kiri, niho inkona zizokoranira. Ah'Inyama ikirimw'Ubuzima iri,Ijambo ry'igihe, niho inkona zizokoranira.

Arik'imazekubora, nih'ibinyakabaka bica biyirundanirako. Ego. Murabon'ivyo nshaka kuvuga?Iy'ikintu kanaka gihejeje kwicwa, inkona zica ziza; arikw'inyuma yukokirambarayeho, kikabora, nih'ibinyakabaka bica biza. Inkona ntaco zibazigikeneye. Murabona?

Yesuyavuz'ati: “Ah'Umuvyimba uri hose,” aho Manu ikoroka hose, mw'ijoro Manuikoroka itotahaye, “niho inkona zizokoranira kubwaYo.” Iyi ni Manu kubw'uyumusi. Murabona? Ni murabe neza.

154 Arikw'imazekubora, inyo zikayijamwo, nih'ibinyakabaka vyaca biza. Ntibishobora kuyimoterwaitarabora. Nta gitangaje kubona Yesu yarahagaze ng'aho aravug'ati: “Yerusalemu,wewe wishe kira muvugishwa!” Raba neza uyo mivugwa, murabona: “Yerusalemu,Yerusalemu, nikangahe na...” Yari nde? “Nikangahe narikuba nabakoranijenk'ukw'inkoko ikoranya imiswi yayo, mwebwe abishe kira muvugishwanabarungikiye,” iryo shengero rihambaye, Yerusalemu.

155 Imwe Yerusalemuitari iyo ngaha kw'isi, “Ariko turi abo muri Yerusalemu yo mw'Ijuru,” ahoIjambo riva, mu gutoranywa, murabona. Atari ya Yerusalemu yakera ipfa;Yerusalemu nshasha idashobora gupfa. Atari

ya Yerusalemu yakera, yubatswen'umuntu; ariko Yerusalemu nshasha yubatswe n'Imana, murabona, Ijambo ririkoriragaragazwa muraka kanya. “Imuhira kwa Data har'amazu menshi. Nzogendandazibategurire,” Umuremyi akora amayira y'inzahabu, n'ibindi. Iyo niYo idapfa.

156 “Yerusalemu,Yerusalemu, ni kangahe na,” uhereye mu ntango z'ibihe; s'Umuperesona wa gatatu,uwundi kanaka, ariko, “Nari kuba Nakubundikiriye nk'uko inkoko ibundikiraimiswi yayo, ariko ntiwabishatse. Ariko rer'ubu, igihe cawe kirashitse.”Murabona?

“Ah'Umuvyimbauri hose, nih'inkona zizokoranira.” Arik'umuvyimba umaze kuboranih'ibinyakabaka bica bikorana. Murabona?

157 Ni murabeneza. Mose, ntiyigeze aha abana b'Imana...Mose yar'inkona, kandi ntiyigeze ahaabana b'Imana ivyo Nowa yasigaje. Murabona? Yarafis'Ijambo ry'Imana rikiriritoto. “Umwami Imana yahuye nanje mu bugaragwa, arashitsa Ijambo ryiWe, hamaarantuma kubahamagara ngo musohoke.” Niho haca haza abigana barakikiza,bavyigana. Murabona? Ariko yarafise Ijambo ry'igihe.Kuber'Imanayabwiye Aburahamu, umwe yarafis'isezerano, iti: “Uruvyaro rwawe ruzoba mugihugu c'amahanga, imyaka amajana ane, ariko nzobagendera Ndabakuzeyo ukuboko kw'inkomezi.”

158 Mosearavug'ati: “Rero, Umwami Imana azovugana nanje hama anyereke, kandi yarambwiyeico gukora, kandi nzobabwira.” Aravug'ati: “'NDIHO' yatumye.”

“NDIHO!” Si“Nariho, canke Nzobaho,” umwanya wa kubu, Ijambo ubunyene. S'Ijambo ryaririririho, Ijambo rizoza; ni Ijambo ririh'ubunyene. Murabona? Murabitahura?“NDIHO!” “NDIHO” n'Ijambo. “Ubwambere na mbere Jambo yariho, kandi Jamboyarikumwe n'Imana.” Sivyo? “NDIHO.” “Imana yantumye nk'umuvugishwa waYo,gushingir'intahe ibi kwar'ukuri. Nd'inyishu kur'iri Jambo, yambwiye kuza ngahakubikora.”

Kand'igiheyabikora, Farawo yavuz'ati: “Ehe, turafise, abagabo benshi mu mugwi wacubashoboye kubikora nabo nyene.” Abigana.

Yesuyavuz'ati: “Rero, ivyo bizosubira kuba mu misi yanyuma,” murabona, bavugaikintu kimwe. Nimurabe uwaje ubwambere. Nimurabe uwagumanye n'Ijambo. Nivyo.N'uko bimenyekana. Rero murabona.

159 Turabona nezako Mose atigeze abaha ivyari ivy'igihe ca Nowa, “Tuzokwubaka ubwato rero,kubera ar'Ijambo, murazi. Nowa yarubatse ubwato umus'umwe.” Oya, ibinyakabakavyariko birarya ivyo. Oya. Oya.

Iri ni Ijambo ryasezeranywe. Raba neza,kubw'Ubutumwa bwiwe yarafise buvuye ku Mana, yarafise Ijambo ry'Imana nyakuriryatoranirijwe ico gihe.

Na Yesuntiyaba ntiyabagaburiye ivyo Mose yasigaje. Mose yarafise Ijambo kubw'ico gihe,ariko Mose yar'umuvugishwa. Ngw'iy'Imana Yo ubwayo, murabona, ntiyigezeibagaburira ivyo Mose—Mose yasigaje.

Ariko nimurabe ku binyakabaka hariya mw'idini, vyariko biravyihereza. “Turazi! TurafiseMose! Ntidutegerezwa kuba tuGufise.”

Aravug' ati:“Iyaba Mose mwaramumenye, muba mwaramenye, kubera Mose yavuze kuri Jewe.”Murabona?

“Ah'Umuvyimbauri hose, nih'inkona zizokoranira.” Inkona! Icishwe kikiri gitoto c'Ijambo,Ijambo ryahagurukijwe rinuze, kandi ryagaragajwe rigatangwa nk'Imfungurwa kubana.

Rero, wamuvyimba wa kera warambaraye ngaho imyaka amajana n'amajana, uzoguma ngaho.

Nico kimwen'inumusi! Luteri yarafise Ubutumwa bwo kwihana; ariko mwebwe mugwiw'ibinyakabaka vy'abaluteriyano mwe! Batisite yarifis'Ubutumwa; ariko mwebwemwa migwi w'ibinyakabaka vy'Ababatiste mwe! Murabona? Pentekote yar'ifiseUbutumwa; ndashikiriy'abo muhira rero, mwa binyakabaka vy'Abapentekote!

“Arikoah'Umuvyimba hose uri, nih'inkona zizokoranira.”

160 Mwibuke, ntiwarigushobora kugaburira Umuluteriyano, mur'irya myaka (ubu urabishoye), ivyabozevy'Abakatolika. Oya, mushingantahe. Yarafise inyama zikiri zitoto. Ico cari icogihe c'ishengero.

Ntiwarushoboyekugaburira Abametodiste, ubutumwa bwa Luther. Ôo, oya, ntiyashaka ivyo vyaboze.Vyaraboze. Murabona, Ubuzima bwarakivuyemwo bwigira mu kindi kintu. Uwo niwamutumba ushaje wapfuye, hariya. Ubuzima buragendagenda.

Kandi namwebwe ntimushobora kugaburira Umugeni wa Yesu Kristo ivy'igipentekoti. Oya,n'ukuri! Amadini yinjiwemwo n'inyo; ntaco yoyakoza! Oya, oya!

Kukw'isezeranoariri ngo: "Kand'imbere yuko wa musi uhambaye kand'uteye ubwoba ushika,Nzobarungikira Eliya umuvugishwa. Azokwongera kugarukana imitima y'abana kuKwizera kwa ba data." "Aya ma sezerano yose yasezeranwe muri Bibiliya,Nzoyakora, kandi ng'aho niho inkona zizokoranira." "Abo Data bose Yampayebazoza kuri Jewe." Murabona?

161 Yesu ntiyigezeabigerageza. Arikw'igihe Yesu yaza, yasanze ya migwi y'ibinyakabaka ngo:"Turafise Mose n'ivyagezwe." Murabona? Koko, ivyo vyar'ivyokurya vyiza hariyaigihe vyicwa bakabihabwa. Murabona, ah'ivyo vyari vyiza.

Ariko ngw'ibiivyari vyarabariwe Mose, wa wundi nyene yakerera ikimazi, ngo: "Uhoraho Imanayanyu azohagurutsa hagati yanyu, ya benewanyu, Umuvugishwa. Bizoshika k'uwutazokwifatanyan'uwo muvugishwa wese hamwe nivy'avuga, azokurwa mw'ihanga." Kandi vyarabaye.

Ni murab'ukuntu hafi y'ubuvugishwabutandukanye amajana atandatu bwashikijwe harya, bwo mw'Isezerano rya Kera,kuri Yesu Kristo. "Batobaguye amaboko n'amaguru yanje." Hafi, sinibuka nibungahe bwashikijwe mu masaha ya nyuma indwi cank'umunani y'ubuzima bwiWe,kuvy'abavugishwa bose bari baravuze, mu buryo butunganye neza.

162 Hamwenovugishwa uno munsi ko ikintu coshitse mu mwaka uhereye uno munsi, birashobokako mfise...ndafise ibice mirongo ibiri kw'ijana vy'amahirwe ko kizoshika, cabaic'ukuri canke ic'ikinyoma. Hamwe naho novuga kw'ibi bizoshika, nsimvuge ryari,ibice kw'ijana biba bike. Iyo mvuze ryari vyobereyeko, bitera bimpa urugeroruto. Iyo mvuze ikibanza bizoberamwo, birushiriza kumpa urugero ruto. Iyomvuze...uwo bizobako, aho rero mba nsigaranye igice kimwe ku gihumbi c'urugerorw'uko bizohava bishika, iyo atar'ivy'ukuri.

Kand'Ijamboryose, Haleluya, ryari ryanditswe kur'Uwo Mesiya, ryarashikijwe ku rudome kurundi. Gushika aho igihe kimwe, Arik'arasoma ivyanditswe, Ahagarikira neza naneza hagati mu ryungane, hama aravug'ati: "Mpwemu w'Uhoraho ari kuri Jewekugira mvuge Ubutumwa bwiza, kandi mbohore..." Ac'ahagarikira neza na nezangaho hagati mu ryungane, kubera ibisigaye vyar'ivy'Ukuza kwiWe kwa kabiri.Amen! "Ijuru n'isi bizokurwaho; Amajambo yanJe ntazokurwaho." Murabona?

163 Yar'Ijambo mur'ico gihe, ryabagaburira mur'ico gihe. Mose yababwiy'Ukuri; ariko, murabona,iminsi yose bama bakugira idini, kubw'ibinyakabaka...

Harih'Ivyasigayeinyuma yuko inkona zamaze gufungura, zikanataha muhira. Rero birindiriye ikindikintu kindi. "Ijambo," biravuga biti: "Aha, biravugwa ko Ryoje. Ejo hahisetwaronse imfumberi; ejo haza naho tuzoronka intama." Murabona ivyo ngombakuvuga? "Harih'umuvyimba wa kera w'imfumberi hariya, biranezerewe, ariko twebweturafise intama iriko iraza uno musi. Mbeg'iri hehe?" Murabona ivyo ngombakuvuga? Imfungurwa z'Abamarayika! Abantu barya manu umunsi umwe, iyo bageragejekuyibikira uyundi musi ukurikira, yaca yononekara. Murabona ibigereranyo vyose,ukuntu bitunganye? Nico kimwe n'uno munsi!

164 Ni murabeneza, ibinyakabaka vyo mu gihe ca Yesu navyo nyene vyarirukana abadayimoni;abasizwe bo ku muvyimba wa kera. Mbeg'ukwo n'ukuri? Barirukana abadayimoni.Yesu ni ko yavuze.

Kandi mwibuke,bari bafise abavugishwa mur'iyo minsi. Kayafa umuherezi mukuru, yaravugishwa.Ni bangahe babizi? Kayafa yaravugishijwe. Ni murabe neza rero uruhagararorw'icatsi kibi mu murima; kivomerwa na rya sigwa nyene. Kuber'iki Bibiliyayavuze ko yavugishijwe? "Kubera yar'umuherezi mukuru uyo mwaka." Ikiryaivyaboze gicafuye, icatsi kibi, n'igitovu, kiri hagati y'Ingano; ariko Mpwemuyari kuri we, wa Mpwemu Yera w'ukuri w'Imana yari kuri we, mu kuvuga ubutumwa,kuvugishwa, no kuvuga ibizoba; hama arahakana kand'arabamba rya Jambo ryariryagaragajwe ry'igihe.

Ôo, imbabazi,mwene Data! Mbega dusigaje igihe kingana gute co kuvuga kur'ibi bintu,murabona, ni kangahe twokwongera kuraba mu Vyanditswe? Ndaza kwihuta. Ahandahafise nk'impapuro zigomba gushika cumi, z'Ivyanditswe, kugira zemeze ivyovyose. "Izuba ku bagororotsi no ku banyavyaha, ni rimwe."

165 Yesu yavuze,mu kwemeza ivyo. "Namba nirukana amasheteni kubw'urutoki rw'Imana, abana banyunabo bayirukana kubwa nde?" Rero, bariko barirukana amashetani. Barikobaravugishwa. Mbeg'ukwo n'ukuri? Ariko ntibaMumenye kwar'Ijambo ry'ico gihe,(kuber'iki?) kubera Atari yifatanije na bo.

Ubu nahodufate Matayo 24:24, "Ba Kristo b'ikinyoma," abasizwe amavuta, "bazokwaduka,kandi hazoba abavugishwa b'ikinyoma bavugishwa," murabona, "kandi bazozimizan'Abatoranijwe iyaba vyari ibishoboka." Murabitahuye ubu rero?

166 Ni murabeneza, abana. "Abana, ni kubwa nde...Nimba nirukana amashetani kubw'Ijambory'Imana," We yar'Ijambo ry'Imana, "non'abana banyu b'abanyamadini bayirukanaku bwande?" Kand'Imana gusa niyo ishoboye kwirukana ishetani, ivyo turabizi,Imana gusa. Kuko wa muntu w'inkomezi ategerezwa kuba akomeye gusumvya umwe arimu nzu yiwe. Barafis'ububasha bwo kubikora.

Murazi, hariyamu Vyahishuwe, havugwa ko…ko antikristo yahagurutse mu misi ya nyuma, "Akoraibimenyetso n'ibitangaza, binazimiza ababa kw'isi, bikazimiza umwumwe wese muribo, abakristo hamwe n'abandi, abo amazina atari yaranditswe mu Gitabuc'Ubugingo ca wa Mwagazi?" Inyishu kuri Matayo 24 :24, "abo amazina atariyanditswe mu Gitabu c'Ubugingo ca Wa Mwagazi uhereye mu kuremwa kw'isi."

Ubwo Buzimabwari mu muzi wa—wa ca giti c'umucungwe c'ukuri, buduga murayo mashami yosey'ivyamwa n'ibindi bintu, bukarengana hanyuma bugashira ivyamwo mu gasongerokico giti, hejuru y'ivyomekewe, n'amashami vy'ikidini. Muravyumva? Ndazakunyarutsa. Wa mugabo w'inkomezi…

167 Ubu nahonimwibuke Dawidi, yar'imvugakuri, bivuye mu mutima, agerageza gukorera Imanaigikorwa, ariko ntiyari yagenewe kugikora.

"Bo,"abasizwe; ariko Yesu yavuz'ati: "Bariko bigisha nk'Inyigisho, insiguro(z'Ivyanditswe) z'abantu," Murabona, atar'Ijambo ry'Imana, atar'Ijambo ryaYoryashingiw'intahe; bigisha Kristo wo muri kahise, murabona, ikintu cariho.Kandi Bibiliya ivug'iti: "Ariho." "NDIHO," atari: "Nariho canke Nzobaho.""NDIHO, ubunyene." We niWe rino Jambo riba ngaha.

Yariho, mu ntango,yariho mu—Yariho mu—tumerera; Yari mu mezeza; Yari mu gishishwa; arik'ubu arimu Rutete.

168 Rero, murasubira inyuma mugaca mugerageza kubaho? Vyogenda gute ubwo Buzima busubiye hariya musi, muribaza kubwo Buzima (bwavuyeyo) bwokwigera buvuga, gusubir'inyumainyuma yaho ico gishishwa ca kera camaze kwuma, bugasubira inyuma kandibukongera kukibamwo? Ntibwokwigera bubikora. "Kuko bidashoboka kur'abo bamazekwakirwa n'Umuco," batabandanije bajana n'Ijambo, mugihe ryariko rirashika,"barapfuye, baraherengeteye; kandi amahwa n'ibitovu biri hafi kuvumwa, ivyoiherezo ryavyo ar'uguturirwa." Mbeg'ukwo n'ukuri?

Ubu rero ndikondihuta ukwo nshoboye kwose.

169 Ni murabe neza Icanditswerero. Bigisha Imana yo muri kahise, murabona, neza na nezank'uko bariko baragerageza kuba muri kahise, ngo: "Ego, Wesley yavuze ukun'uku." canke, "Naka na naka bavuze uku n'uku." Muriko murahakana Ijamboryasezeranywe ry'uno munsi, Manu yimenyekanishije neza kwari iy'uno munsi.Bagerageza gushira ya mivinyu ya kera yabo y'Ikiluteriyano, Ikibatiste, Igipentekote,mu mikuza yacu mishasha. Ntibikunda. Hanyuma Umuvinyu wacu mushasha, mu mikuzayabo ishaje, ntibikunda. Hamwe bogerageza gushira uyu Muvinyu mushashamw'idini, ubusazi bwabo buzoca bugaragazwa. Ntibashoboye kubikora. Woca urituritsa.

"Rero,mwene Data, nabonye Ijambo ry'Imana, rihuje neza n'Ijambo!"

"Raba neza,mwigisha, namba…Twebwe—ntidushobora kwakira Ivyo." Ned, ndibaza kuheruka gucamuri ben'ivyo. "Twebwe, koko ntidushobora kwakira Ivyo, aha. Je—noshimye,kumbure ko mwokwibandaniriza." Murazi. Murabona, ntibikunda. Riraturika.

"Ntushiraikiremo c'igitambara gishasha ku mpuzu y'umushire, kuber'uba uyiteyekwongerekana gutabuka yose." Murabona? Mbega Yesu ntiyabivuze? Ntushoboragushira Umuvinyu mushasha mu mikuza ishaje. Urayituritsa. Umuvinyu mushasha urafise Ubuzima muri wo. Neza.

170 Ni murabe nezangaha ikintu kanaka, ningoga na ningoga rero, mu gihe turiko turaheza…ivyoturiko turavuga. Raba neza Ivyahishuriwe Yohana 16:13 gushika 14, nimba mushakakakuvyandika. Kumbure nsiza kuronka umwanya wokubijamwo. Ngomba ko mwemezwa kandiko mubibona. Ubu naho, raba neza, ni vyo bivuzwa hagati y'Urwavya rwa Gatandatun'Urw'indwi.

Rero…tugombaduheze mu kanya gatoya, hamwe mwoshobora kwihangana iminota mikeya. Rero turikoturarangiza.

Ni murabe neza Ivyahishuwe Yohana 16:13 gushitsa 14, hagati y'Urwavya rwa Gatandatu n'urw'Indwi,"Impwemu zitatu zihumanye zisa n'ibikere"(mwabibonye?) "zasohotse mu kanwa k'umuntukanaka." Rero ni murabe neza, ningoga. Muriteguye? Nimuvuge: "Amen."[Ikoranirorivuze riti: "Amen." —Umw.] Ubutatu bw'impwemu!

171 Rero mwene Dataw'umunyedini, icara utekanye akanya gatoya. Ntuhaguruke ng'usohoke iyinyubakwa, mwebwe abari kur'iyi radiyo, abatwumva biciye kuri terefone.Ntimuzimye ico cuma gikwega amajwi canyu. Nimwicare mutekanye akanya gatoya, hanyumamwumvirize. Nimba mwaravyawe n'Imana, murumviriza.

172 Ubutatubw'ibikere! Igikere n'igikoko cama imisi yose kiraba inyuma. Nticigera kirabaiyo kiriko kiragenda; kiraba iyo kivuye. Murabona? Ntimubibona? Mbeg'ivy'ubutatuvyavukiye hehe? Mwibuke, "impwemu zitatu zihumanye," impwemu zitandukanye.Muriko murabitahura? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.]

Nimwitegereze neza, ziraba inyuma mu Nama Nkuru y'i Nikeya aho inyigisho y'ubutatu yavukiye, atarimuri Bibiliya. Nta kintu nk'ico kiriyo. Ziraba i Nikeya mu Nama Nkuru y'iNikeya, i Roma, ah'ubutatu bwavukiye.

Ni mwitegereze nezaaho ziva. Ni murabeneza. Ubutatu bw'ibikere bwasohotse mu butatu bwa kera, buvyara ubutatubushasha, nyina wabwo. Bwasohotse buva he? Ubutatu, "Igisato," murabona,"igikoko," n' "umuvugishwa w'ikinyoma." Ubutatu, bushasha. Mbega, ni ryari ivyobikere vyasohotse? Ni ryari? Ni mwihweze neza, vyari ngaho ako kanya kose,ariko ntivyari bwagaragazwe gushika hagati y'Urwavya rwa Gatandatu n'urw'Indwi.Imbere gato yukw'Amashashara yugururwa (murabona?) akabihishura.

"Kuko muButumwa bw'umumarayika w'indwi, amabanga y'Imana yomenyekanye," ivyo bintuvyose vy'ubutatu, n'imibatizo y'ikinyoma, n'ibindi vyose vyogaragajwe. Imana Idufashekubona kw'ari Ukuri! Ntitwiyumvire kw'ari umuntu kanaka arikw'aragerageza kuvuga ikintu kanaka kugira...

173 Ndumva iyompwemu iriko iranegura Ibi, murabona. Sindiko ndivuga, mwene Data. Ndiko mvugaUmumarayika w'Uhoraho ari mw'ikambi. Ukwo n'ukuri.

Ni murabe neza, ubutatu! "Igisato," nibangahe bazi ico igisato cari? Yari Roma. "Hanyuma igisato gihagarara imberey'uwo mugore ngo kirye umwana wiwe amaze kuvuka." Mbega ukwo ni ukuri? MuriBibiliya "igikoko" gisobanura iki? Ububasha. Neza cane. "Umuvugishwaw'ikinyoma, umuvugishwa w'ikinyoma," uwusizwe, w'ikinyoma. Murabona?

174 Yahereye he?Uyu ni "umuvugishwa w'ikinyoma," mu rudende. "Umuvugishwa w'ikinyoma," umupāpawa mbere; kandi guhera aho niho haje "umwe — umwe maraya, kandi nyinaw'abamaraya," ibintu vyose.

Ubutatubw'ikinyoma bwariko buraza; si mu minsi ya mbere, ntibwari kugaragazwa mu minsiya mbere, bwaribandanirije gusa. Ariko igihe Amashashara Ndwi yaza, hanyumaakugurura ayo mabanga kandi akayahishura, ni ho rero "ibikere, impwemu zitatuzihumanye zisa n'ibikere, zasohoka zikigaragaza," inyigisho y'ubutatu igwanyaUkuri. Murabona? Ee!

Murabona aho yavuye?Murabona aho isubiye? Ubumwe bw'Amashengero. Bose baravukana, ukwo biri kwose;impwemu zimwe, co kimwe.

Kandi nimwitegereze. Birazimiza cane, barakora ibitangaza! Kandi ayo n'amashetaniazunguruka ku mana zose zo kw'isi, zikora ibitangaza, kugira zibahende mu gihec'iherezo, kandi zizobishobora. N'igiki Imana yavuze kur'iyo mpwemu mbi?

Yavuz'iti:"Ndamanuka ninjire mu kanwa k'abo bavugishwa, ntume bavugishwa ikinyoma, kugira batume Ahabu aja guhonerayo."

175 Imana Iravug'Iti: "Genda. Uzobishobora. Uzobashikana kukuvyizera. Vyongeye, ntibari kur'IriJambo." Murabona? "Genda kuko uzomuhendahenda. Ni wewe uzobikora, mu kwinjiramur'abo bavugishwa b'ikinyoma, kubera ari bo yishimikije. Kandi nta kintu na kimweazi kw'Ijambo, nta n'uko azogerageza kuryiga. Ntashobora kubikora, kubera,vyongeye, ar'igitovu." Murabona? Murabona? "Uzobishobora."

176 Ni murabe rero ivyo bikere vy'ikinyoma, birabainyuma biti: "Ehe, urazi ivyo bavuze hariya i Nikeya?" Ntaco bitwaye ivyobavuze, hariya i Nikeya. Ndiko ndavuga ivyo bavuze aha hejuru ku Ntebe y'Imana;ivyari bigiye kubaho, s'ivyabaye; ibizobaho, kubera We ni "NDIHO." Murabona?

"Ikinyoma." Nimubirabe. Ee! Ni murabe iyo vyazananye.

177 Ubu rero ni mwumvirize neza. Turabona neza,inyuma yuko Amashashara yuguruwe, kw'ategerezwa guhishura iryo banga: Ubwobutatu n'iki? Murabona? Ni hehe bwoba bwarigeze kwitwa ubutatu? Ni hehe muriBibiliya yoba yarigeze ivuga ijambo ubutatu?Ni hehe hoshobora kuba Imana zitatu, ko dusenga Imana zitatu hanyuma ntitubeturi abapagani?

Gute boba abatandukanye,mu gihe Yavuz'ati: "Jewe na Data tur'Umwe?" "Ni mutizera ko ndi We, muzopfiramu caha canyu, murabona, ukutizera kwanyu." Icaha ni ukutizera. "Muzopfira mukutizera kwanyu." Ôo, mbega mvugako Ndi nde?

Muvuga komvahe?

Ôo, muramuziData?

Cankemurashobora kuvuga Izina ryiWe?

Ni Jewe rya Roza ry'iSharoni,

Rwa RunyenyeriRukayangana rwo mu Gaturuturu.

(Mwoshoborakumbwira Uwo Ari We?

Ôo, Ndi Umweyavugana na Mose,

Muri ca gisakacaka Umuriro,

Ndi Imana yaAbrahamu,

Rwa RunyenyeriRukayangana rwo mu Gaturuturu.

Ni Jewe rya Roza ry'i Sharoni,

Ôo, mbega mvuga ko Ndinde?

Muvuga komvahe?

Ôo, muramuziData?

Cankemurashobora kuvuga Izina ryiWe? (Amen!)

Ndi Alufa,Omega,

Itanguriron'Iherezo;

Ndi ukuremakwose,

Kandi Yesu ni ryoZina ryiWe.

178 Ukwo n'ukuri.Nta butatu! Oyaye mushingantahe. Ni ikinyoma.

AmashasharaNdwi, yugurura ayo mabanga "yategerezwa guherahezwa," akavyerekana. Ishashararyuguruwe, rirahishura, rigashira ahabona, rikerekana neza Ukuri kwanyegejwe,ukwo Amashashara yari yaranyegeje kumara iyo myaka yose, aho mur'ayo mashengeron'ayo madini yose. "Umwe maraya w'agahebuza," wo mu Vyahishuwe17. Yari nde?Ariko kandi ni "NYINA W'ABAMARAYA." Murabona?

179 Muravuga muti:"Rero wabise 'ibinyakabaka', mwene Data Branham." Ukwo n'ukuri.

Ariko mwibuke,ikinyakabaka ni inyoni. Kirasizwe kugira kiguruke, na co nyene. "Izo mpwemuzibiri zobaye izegeranye cane, kugira zizimize n'Abatoranijwe…" Ikinyakabakakirangana ni—n'inkona. Kirashobora kuguruka nk'iyo nkona; kandi kirasizwe kugirakiguruke, canke kuvuga ubutumwa, canke kuvugishwa, raba neza, nico kimwen'inkona. Ariko ntigishoboye gukurikira inkona mu kirere. Oya, oya. Hamwecogerageza gukurikira inkona, ubusazi bwaco bwoca bugaragara. Ego mushinganta.Ntigishobora gukurikira inkona.

Ôo,kirashobora kuvuga giti: "Ndizera ko Yesu Kristo ari Umwana w'Imana. NdizeraImana Data, Mushobora vyose, Umuremyi w'amajuru n'isi; Yesu Kristo UmwanaWayo," n'ibindi n'ibindi. Ôo, koko, barashoboye gukora ivyo. None bimeze gutekubijanye n'ukwo We ari Wa wundi nyene ejo hahise, uno musi, n'ibihe vyose?Murabona?

180 Inkona ni inyoni yubakitse mu buryo bw'umwihariko. Nta kintu gihwanye na yo, kw'isi. Murabona?I… Iyo ikinyakabaka kigerageje kuyikurikira, canke iyindi nyoni, cocagishwanyagurika. Ubusazi bwaco bwoca bugaragara bikomeye. Coca giturika mu gihecogerageza gushira Umuvinyu mushasha mu mukuza ushaje. Murabona, coca giturika.Coca gishwanyagurika. Nticakozwe, nti…Umubiri waco ntuteranijwe mw'ishushoyokigumiza hariya hejuru. Igihe coshika hariya muri biriya birere bihambaye, nimbakitakozwe, kitagenewe, kitatoranirijwe, kitavutse ar'inkona, kizoca gishwanyagurikamu bumanyu. Murabona? Amoya yoca atumuka akava ku mababa yaco, kandi cocagikorokera kw'isi. Koko. Ntigishoboye gukurikira inkona, mu birere. Hamwecobigerageza, ubusazi bwaco buzoca bugaragara. Ukwo n'ukuri. Ntushobora.

181 Kuber'iki?Ntigishobora kubona nk'inkona. Mbega birimw' inyungu ki kugerageza gusimbirahariya hejuru cane, hanyuma ntubone aho uri mu gihe uriyo? Rero hamwecogerageza, kugerageza kwigana gusa inkona, mu birere, coca gihuma, ntikizi icocokorayo. Ukwo n'ukuri. Kiriko kirasemera, gikoma akaruru, kandi kizunguruka;ariko pfa kukibwira Ijambo gusa, muhungu, aho ubusazi bwaco buca bumenyekana.

Kibwirekubijanye n'umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristo, canke ko We ari wa wundi nyeneejo hahise, inumusi, n'ibihe vyose, i—ibintu nk'ivyo, hama ukakibwira. "Ôo, ahorero rindira gatoya!" Murabona? Ôo, egome, aho niho amababa yaco acaakoragurika. Murabona, casimbaguritse, kiravugishwa, kirirukana amashetani,kiravuga mu ndimi, kirashishimuka, cirukanga hirya no hino. Ariko ntikigeragezekukurikira hariya Hejuru; kubera iki, kizoca koko kimenyekana.

Arikocarategekanirijwe. Kirasizwe. Kirashoboye kuguruka. Kirashobora kwigumya,kigashikayo, ariko nti…kure cane. Murabona, kirashoboye kurya umuvyimba waboze,ariko ntigishoboye kurya Inyama ikirimw'ubuzima iva ku Ntebe y'Ubwami.

Kirahumye.Kirashishimutse ariko cane, ntikizi igituma gishishimutse. Murabona, iyo Mpwemunyene, ikigwako, nk'imvura, kugira ikigire urugano; nticigeze kiba urugano kuvamu ntango. Kiraturika. "Ôo, nsinshobora kuja mu…Ôo, oya mushinganta! NdaziUmwigisha Yonasi avuga…" Neza, niwibandanirize. Murabona? Ni wibandanirize,namba ubishaka.

182 Oya, ni murabeneza, nticavutse, canke nticubatse, canke nticatoranirijwe, kuba ubwo bwokobw'inyoni. Kirashobora…Kiri...kirashobora kuba indimu ikurira ku gitic'umucungwe, ariko nticigera kiva mu mizi. N'ikintu bometseko. Mugihe rero bababaduze hejuru cane mu madini yabo, gushika aho badashobora kubona Ijambory'Imana ryatoranijwe rishingiwe intahe, aho rero ubusazi bwabo bucabumenyekana. "Ôo, ivyo bintu, Umuco hejuru ku mutwe, n'ibindi,o.n'ivy'ubujuju." Murabona? Kiramenyekanye.

183 Nticubatse kugira kibone aho hantu kure. Gishobora gusa kubona aho amarori y'idini yacoacemerera kubona. Ariko, aharenga aho, gica kiba igihumye nk'igihungarema. Nahorero ubusazi bwaco buca bumenyekana. Murabona? Aho niho inkona y'ukuri yicaraigafungura. Ego mushinganta. Aho niho inkona z'ukuri, zatoranijwe, zibona icoiri. Igihe idashobora gufata iri Jambo, zica zimenya ubwo nyene yuko ariikinyakabaka co mw'idini.

Kuber'iki,kuber'iki kidashobora kuguruka? Kubera, nimurabe ibintu kirya. Kirya ibintuvyaboze vyo mw'idini. Ivyo nti—ntivyogira umubiri waco uwa mpwemu,ntivyogishira mu magara meza ya mpwemu, mu yandi majambo, ntivyokijana hejuruy'ubutandukane bw'amadini. Murabona? Murabona, cagaburiwe ibintu vyaboze;umubiri waco nivyo biwugize. Ntigishoboye kuduga hariya aho iyo Nyama ikirimwoubuzima itwara iyo nkona. Ntico bishobora na gato. Murabona?

184 Ivyo bishitsaMatayo 24:24. Kiriko kiraguruka, gisimbira hejuru mu kirere, gikubita amababa,ariko ntigishoboye gushika hejuru cane. Murabona? Ukwo n'ukuri. Murabona,ntigishobora kugenda, ntigishobora gushika hejuru cane kugira kironke ya Manuikirimw'ubuzima. Kirashoye kurya manu ya kera iri ngaho kw'isi, ubukwavu bwakera bwagonzwe haheze indwi, ukwezi, canke haheze imyaka mirongo ine,ukwononekara. Kirashobora kurya ivyo, hanyuma kikayishinyagurira, kikajwirakandi kigasemerera, kigashishimuka, gisimbira hejuru kandi kikaguruka nk'iyindinkona yose. Kirasizwe, nk'iyindi nyoni.

Kandiikinyakabaka n'ikigereranyo c'inkona. Ivyo turabizi. Koko n'ico kiri, arikontigishobora gukurikira iyo nkona y'ukuri. Murabona? Ntigishoboye na gatokubikora. Oya mushinganta. Umubiri waco ntiwubatswe; cariye ibintu vyabozevyinshi, murabona, kandi ntibi…ntibizo…ntizoba Inyama irimwo ubuzima, Manuirimwo ubuzima. Coba ikintu kanaka Luther yavuze, Wesley yavuze canke Mwigishanaka na naka yavuze. Ntikizoba kuvyo Yesu yavuze kubw'iki gihe.

185 Reka dutereduheza. Abasizwe amavuta, "ba Kristo," mu minsi ya nyuma, ariko "abigishab'ikinyoma n'umuvugishwa w'ikinyoma." Ni murabe ingene bikora ku mutima! Uburero ngomba yuko mugereranya ibi; ntitwaronse umwanya wo kubisoma, Matayo 24:24na 2 Timoteyo 3:8.

Matayo 24:24ivuga ko, mu minsi y'iherezo, murabona: "Hazoza ba Kristo b'ikinyoma," abasizweamavuta, b'ikinyoma, "abavugishwa b'ikinyoma, kandi bazokwerekana ibimenyetson'ibitangaza," neza na neza nka kurya kw'Umwe w'ukuri, Umwe w'ukuri, "kandibazo—kandi bazohakwa kuzimiza n'Abatoranijwe." Rero ni murabe neza, Uwo yari Yesu ariko aravuga.

186 Ng'uyu Paulo araje, inyuma yiWe gato, aravug' ati: "Rero, mu minsi y'iherezo, hazozaabantu b'abasenzi, murabona, bafise ishusho yo kwubaha Imana. Hanyuma bagatwaraabagore batagira imitima, batwarwa n'ukwipfuza kw'isi ku buryo bwinshi."

Hanyumabakibaza, bavuga bati: "Kubera iki ukarira abo bagore?" Ôo, Mana we…Nta nukobabibona.

"Batwaraabagore batagira ubwenge, baremerewe n'ukwipfuza kw'uburyo bwinshi," kurey'ibintu nk'i… bi…Murabona, "Kandi nk'uko Yane na Yambure…"

Matayo 24:24,"ba Kristo b'ikinyoma," abasizwe amavuta, b'ikinyoma, bakora ibimenyetson'utwumiza kugira bahende Abatoranijwe.

"Rero nk'ukoYane na Yambure barwanije Mose, n'ivyo bihombe ni ko bizokora; bafise impwemuy'ubuhombe ku bijanye na kwa Kwizera." Atari "ukwizera". "Kwa Kwizera!"

"Ukwizerakumwe, Umwami umwe, umubat… umwe." Ntimushobora kugira "Ukwizerakumwe" mutizera "Umwami umwe." Ntimushobora kugira imibatizo ibiri, ntauwa Data, na Mwana, na Mpwemu Yera. "Umubatizo umwe," Yesu Kristo. Ukwon'ukuri. Murabona, umubatizo w'ikinyoma!

187 Ni murabe neza,muraza kuyigereranya yose rero ni mwashika muhira. Rabe neza Matayo 24:24, Yesuniwe ariko aravuga; Paulo, 2 Timoteyo 3:8; n'ahandi henshi. Hama rero mubigereranye.

Hanyumarero mwongereko ikindi Canditse, Luka 17:30, Malakiya 4. "Nk'uko Yane naYambure bagwanije Mose," Ijambo risizwe ry'igihe, "niko n'aba bagabo," atariumugabo, "abagabo," abasizwe

amavuta, "bazogwanya Ukuri."

"Kuri wamunsi Umwana w'umuntu azohishurirwa." Ivyahishuriwe 10:1 gushika 7, murahasomanimwashika muhira, "Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi, yugurura Amashashara."N'ibiki? S'umumarayika ari Uwo Mwana w'Umuntu; ariko intwarabutumwa ihishuraUmwana w'umuntu. Mbeg'ubu murashoboye kubitandukanya? Aha niho vyasan'ibibagora cane cane, murabona. Ntabwo ari Uwo Mwana w'Umuntu We nyene ubwiWe;ariko umumarayika w'indwi, intwarabutumwa y'indwi, ariko arahishurira abantuUmwana w'umuntu, kubera Yavuye mu gishishwa. Ntashoboye kurigira idini. Ni Urutete,rwo ubwarwo, kandi.

"Kandi kur'uyomunsi, Yane na Yambure bazogwanya," abasizwe amavuta (abigira abizeran'abatizera, ishengero rishingiye ku Vyanditswe hamwe n'Abapentekote) bahagurukabagwanya Urutete rw'ukuri, "ariko ni mubareke; ubusazi bwabo buzogaragara,nk'uko ubwa ba bandi bwagaragaye." Murabona? Ubu murabitahuye? [Ikoraniro rivuzeriti: "Amen." —Umw.]

188 Ivyahishuwe10, havuga hati: "Mu minsi y'ijwi ry'umumarayika w'indi." Mwibuke rero,uwundi, Igihe c'Ishengero rya Laodikiya. "Ijwi ry'uwo mumarayika," aho ico gihec'ishengero kizoba camaze kuba idini hanyuma kigahinduka igihe c'ishengero, mugihe kizoba camaze kwijira mw'idini ryaco ry'Igipentekote; mu giheintwarabutumwa yaco…

Burintwarabutumwa yar'iki? Martin Luther yari iki? Ugukankamirwa ku Bakatolika.Wesley yar'iki? Ugukankamirwa kur'abo Baluteriyano. Abapentekote bar'iki?Ugukankamirwa kur'abo bandi. Ubu naho Ubuzima bwagiye hehe? Kure y'idini. Ntakindi gishishwa; ni Urutete. N'ibiki? Ugukankamirwa ku Bapentekote, murabona, kugira bishitswe Ivyanditswe kuri iki gihe. Murabona?

189 Rabe neza, umunsiaho iyo ntwarabutumwa…Atar'igihe ihereyeko, arikw'aho itanguriye kuvugaUbutumwa bwayo. Murabona? Umukwego wa Mbere, ugukira; Umukwego wa Kabiri,ukuvugishwa; Umukwego wa Gatatu, ukugururwa kw'Ijambo, amabanga yahishuwe. Ntawundi, nta wundi ariho ari ku rugero rwo hejuru cane mu guhishura Ijambo,kurusha abavugishwa. Ariko uburyo bumwe umuvugishwa ashobora gushingirwa intahehaba hakoreshejwe Ijambo. Kandi, mwibuke, Umukwego wa Gatatu kwari ukwugururwakw'ayo mashashara ndwi, kugira ahishure Ukuri kwanyegejwe kwari kwashizwekoishashara mw'Ijambo. Murabibona? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.]

Ni mur'icogihe, kur'uyo munsi ah'ico kintu coshitse, ko Yane na Yambure, abigana,bazokwongera guseruka. Neza na neza nk'uko babikoze igihe yaseruka afise Ijamboryo ku nkomoko, kugira arivuge; baciye baseruka kuryigana. N'ukuri kwuzuye. Uburero murabona ico Matayo 24:24 bisigura? Murabona, abasizwe amavuta.

190 Ubu rero,harih'ibintu bitatu tugiye kuvuga imbere yuko duheza. Ngw'ibi. Ngomba komwumviriza neza rero mu gihe turiko turarangiza. Ibintu bitatu, mwibuke, ibintubitatu vyarashikijwe. Ibintu bitatu biri imbere yanyu mur'aka kanya.

Ica mbere. Isi iri mu bihe nk'ivy'i Sodomu. Yesu yavuze ko vyoshitse. Nimwitegereze uguhumana;abagore bacu bagerageza gukora nk'abagabo; abagabo bacu bagerageza gukorank'abagore, utugoregore; baboze, banduye, bataye agaciro, baboshwen'umugwanizi, kandi ntavyo bazi. Bibiliya yaravuze kw'ivyo vyoshitse, none turimuri vyo.

Icakabiri. Ni mur'ico gihe, twisunze Ivyanditse ng'aha, Yane na Yambure baseruka.Ica kabiri.

Icagatatu. Ni mur'ico gihe nyene aho Umwana w'Umuntu Ategerezwa guhishurwa.

191 Ng'uyu uwizerawanyu, uwigir'uwizera wanyu, n'uwutizera wanyu. Ng'iri Ijambo ry'ukuririhagaze, rishingiwe intahe; hariho uwigir'uwizera ariko araryigana; kandihariho n'uwutizera ariko ararihakana ryose.

Ariko hazob'Umuco mu gihec'akagoroba,

Inzira y'Ubwiza kokouzoyironka. (Nivyo?)

Amahanga arashwanyagurika,Isirayeli yavyutse,

Ibimenyetso Bibiliya yacuyavuze;

N'imisi y'abanyamahangayaraharuwe (Sodomu), yuzuye amaganya;

Nimugaruke iwanyu, Ôbasanzaye.

Umusi w'ugucungurwa urihafi,

Imitimay'abantu irahagaze, mu bwoba;

Niwuzure Mpwemu w'Imana,tegura itara ryawe kandi ribone, (rero murashobora kubona Ijambo

ry'igihe,)

Rangamiza hejuru,ugucungurwa kwawe kuri hafi!

Abavugishwa b'ikinyomabariko barabesha, (bari bavuze ko bobaye

ngaha; abasizwe), barikobarahakana Ukuri kw'Imana.

Ko Yesu Kristo ar'Imana yacu.

Ibi,ntibavyizera. Bibiliya ivuga kw'ico kintu cobayeho. Ngw'iki!

Ariko tuzoca ahointumwa zahonyoye. (Umuco wa Wundi nyene!

"Kandi azogarukanaUkwizera kwa ba data ku bana.")

Umusi wo gucungurwauri hafi, hafi cane.

Imitima y'abantu irahagaze kubera ubwoba,(isi iriko iribira);

Ô, niwuzureMpwemu w'Imana, tegura itara kandi ribone. Rangamiza hejuru, ugucungurwa kwawekuri hafi. Ivyo muravyizera? [Ikoraniro rivuzeriti: "Amen." —Umw.] Reka rero twunamike imitwe yacu.

192 Hariya mugihugu aho ubu Butumwa bugiye, guhera mu ruhande rwo mu Buseruko ukageza muRuhande rwo mu Burengero, guhera i California kugeza i New York, hariya hepfomu Bumanuko, hariya ruguru mu Buraruko, hariya mu bikorwa vy'ivugabutumwa,n'ahandi hose bugiye, hamwe no ngaha mur'iri hema. Turakenye. Ntidufise ivyobintu bihambaye, binini, bisharijwe amashurwe, n'ibiganiro ku mboneshakure.Turiko turagerageza gukora neza cane ukwo dushoboye. "Ariko abo Data Yampaye bose bazoza."

193 Rero, ngombako mumenya kw'ibi ar'ivyukuri, na mwebwe abumviriza kuri bande. Murashoborakuba mwiyumviye uyu munsi ko nariko ndagerageza kuvuga ivyo ku bwanje, kuberaari jewe nazanye ubu Butumwa. Nta na kimwe kindi mfise co kubukorako, nta kindiatari ukuba ijwi gusa. Kandi, ijwi ryanje, mbere binyuranye n'uguhitamwokwanje; nari nagomvye kw'ibera umuhigi. Ariko nahisemwo gukora ubugombe bwaData, kandi maramaje gukora.

Ntiyari jeweUmwe yaseruka hariya ku ruzi; nari mpagazeho gusa igihe Yaseruka. Ntabwo arijewe nkora ibi bintu nkanavuga ibi bintu bizoba, bikaba mu buryo butunganye;mba gusa ndi uwuri hafi Yiwe igihe abikora. Nari ijwi gusa Akoresha,mukubivuga. Ntivyari ivyo narinzi, nuko gusa nirekuye, kugira avuge acishijemuri jewe. Si jewe, s'umumarayika w'indwi, o, oya; kwari ukwigaragaza kw'Umwanaw'umuntu. Ntiyari umumarayika, ubutumwa bwiwe; ryari ibanga Imana ihishuye.Ntabwo ar'umuntu; n'Imana. Umumarayika ntiyari Umwana w'umuntu; yariintwarabutumwa iva ku Mwana w'Umuntu. Umwana w'Umuntu ni Kristo; niWe murikomuragaburirwa. Ntimuriko muragaburirwa umuntu; umuntu, amajambo yiweazonanirwa. Ariko muriko muragaburirwa wa Mubiri-Jambo wa Wa Mwana w'Umuntu.

Nimbautarafungura ng'uhage kw'Ijambo ryose, kugira riguhe inkomezi zo kugurukahejuru y'aya madini yose n'ibintu vy'isi, woshobora muraka kanya kubikora, mu giheturiko turasenga?

194 Data Mukundwa,iki n'ikintu kigoye. Ntivyoroshe ku wupfa kubikora. Wewe urazi ibintu vyose.Kandi, Data Mukundwa, ndagusenze, ngo ntibize kutahurwa nabi. Ariko, rekaabantu bagendere, mu Muco w'Ijambo ryaWe.

Kandi,Mana Data, sinzi Uwatoranijwe uwari we; Wewe urabizi. Sinzi igihe c'UkuzakwaWe. Ariko nzi gusa ko Wavuze kw'igihe ibi bizoshika, aba basizwe,b'ikinyoma; atari neza na neza igihe batanguriyeko.

Moseyarabaretse, kuko nta kindi yarashoboye gukora kur'ivyo. Yarashoboye gusakuvuga ico Wewe uvuze. Wamubwiye guhamagara imbaragasa; hanyuma bahamagaraimbaragasa. Wamubariye guhindura amazi amaraso; hanyuma barabikora. Mose yakoragusa, Ijambo kw'Ijambo, nk'uko Uvuze, ariko mu nyuma ni Wewe wagaragaje ubusazibwabo.

195 Rero, Data,Uracari Imana. Rya Jambo nyene rivuga kw'ivyo vyoshitse mu minsi ya nyuma.Abantu b'imvugakuri benshi, nk'uko twavuze ku Munsi w'Iyinga uheze, bashiraukuboko kwabo kur'iyo Sandugu iri ku mu kogote mushasha, atari ku bitugu vy'Abalewi,barapfuye, "bapfiriye mu vyaha n'ibigabitanyo," bagwanya ivyo imitima yaboibabwira.

Abavugabutumwabenshi bicaye mu vyigwa vyabo, basoma iri Jambo, bagaca bahindura urupapuroningoga; kugira ntibahatirwe gusemerera, kuko azi kwazotakaza igihagararo ciweco mu kibano mu bantu, mw'ishengero ryiwe no mw'idini ryiwe. Imana Idufashe ntituzokwigeredukor'ivyo!

196 Humanuraimitima yacu, Mwami, ku myanda yose y'isi. Mwami mpagaze niteguriyeuguhumanuka. Mpagaze niteguye, hamwe n'iri shengero n'abumviriza bose,n'uwariwe wese azokwumviriza iyi bande.

Mwami, ndahagaze, kandi ndasavyeuguhumanuka. Mwami njana ku nzu y'umubumvyi hama umenagure, umbumbemwo umukoziukeneye.

Kuko, MwamiYesu, "Nd'umuntu w'iminwa yanduye," nka kumwe Yesaya yasemerera, "mba mu bantub'iminwa yanduye; kandi ndagowe, kuko mbonye uguhishurwa kw'Imana kugaragajwe,"nka kumwe kwa Yesaya abonye Abamarayika mu Ngoro. Ndabona igihe c'iherezo,Mwami, kandi ndagowe n'umuryango wanje; ndagowe n'ihanga ryanje. Ô Mana Ihoraho,tugirire imbabazi. Ndisabiye jewe nyene no ku bw'ihanga. Reka ntidupfane n'abobatizera, ariko dushobore kubaho hamwe n'abizera.

197 Buri dini,Mwami, buri mugabo canke umugore…Nsinshobora kugusaba guhezagira idini, mu gihenzi ko Urigwanya. Ariko nshoboye gusa kuvuga, Mwami, nimba Ufise intama Yawemuri bo, reka bashobore kwumviriza iyi bande. Bashobore kuyumviriza, Mwami,kandi bayitahuze ugutahura Uzobaha, kandi bashobore kuza bakwakire, kandintibahendwe n'uruhumyi hamwe n'imigenzo ya kino gihe. Ntibagerageze kuryaikintu ca…canke cari umuvyimba w'ikindi gihe. Bashobore gufata Ijambo.

Ubwo ni bwoburyo Abafarisayo bakubamvyemwo, Mwami. Bariko barafata umuvyimba w'igihe caMose, hanyuma bakagerageza guhagishwa nawo; inyuma y'aho Wari waratanzeikigereranyo, mu bugaragwa, ca manu nzima buri kagoroba, bisigura burirunganwe. Aho ni ho bananiriwe. Vyarabashizemwo uburozi. Kurya izo mfungurwazononekaye, vyarabishe.

Kandi, muburyo bwa Mpwemu, uno munsi, bikora ca kintu nyene; kubica mu buryo bwa Mpwemu,bikoresheje idini.

Dufashe, ManaMukundwa. Vyose biri mu biganza vyaWe mur'aka kanya. Mw'Izina rya Yesu Kristo.

198 Tucunamitseimitwe yacu, turaza kuririmba mu gihe muriko murafata ingingo yanyu.Mbeg'uzogenda inzira yose?

Ndashobora kumvaumuki-…(na We n'Ijambo)…za

ahamagara, ndashobora kwumva…

"O, nayereyeigihe kirekire, ariko, vy'ukuri, ubu nyene ndamwumvise, 'Ni muze iwanje, mwebwemwese abajuragirika.' Ndumva nti: 'Ikorere umusaraba wawe, nkurikire imisiyose.' 'Ego, naho noca mu kiyaya c'igitutu c'urupfu, nsizogir'ikibi ntinya;hariya mu buragiro butotahaye, n'iruhande y'amazi adasuma.'"

Kandi ahoAzonyobora nzo…

"Mwami,ndabona ubusazi bw'abanyabutatu. Ndabona isi yose yabubibwemwo; ivyatsi bibi birikobirakura ahantu hose. Ariko aho Unyoborera aka kanya, Mwami, nza kuba nka bamwebo mu Vyakozwe 19. 'Igihe bavyumva, baciye basubiramwo kubatizwa mw'Izina ryaYesu Kristo."

Gukurikira,("Naravuye ku nzira, Mwami, bihagije kugira

ndakwakire.")

Ubu nzojana naWe inzira yose.

[Mwene Data Branham atanguye guhibongoza Aho Anyobora hose —Umw.]

199 Mana Mukundwa,ndizera kw'ibi biva mu mutima wanje. Ndizera ko biva muri buri mutima urikourariririmba mur'aka kanya, birashoboka ko benshi bazokwumva iyi bande, abataringaha canke batariko barayumviriza ubu nyene. Reka dushobore kuba abemera,Mwami, tutitwararitse ico bidusaba. Wavuz'uti: "Nk'umuntu agiye guhura n'ikindiigisirikare, umusoda, umwami; ubwambere, aricara hama agaharura, kwashoboyekubikora, kwashoboye guheba ibintu vy'isi? Mbeg'urashobora guheba, ukifatanyan'igisirikare c'Ijambo ry'Imana ryanditswe; utambukane n'abasoda biWe, udumanen'inkona ziWe?" Ubiduhe Mwami, mw'Izina rya Yesu Kristo.

200 Murizera?Muramwizera? Neza. Turaza kwongera kubabona ngaha, ku mugoroba, Umwami niyabigomba.Murizera kw'ukwo ari Ukuri? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.]Biragaragara neza? ["Amen."]

Kandi, nutwareIzina rya Yesu,

Mwana w'intimban'amagorwa,

Rizoguha umunezerokandi rikuremeshe,

Rijane ahu…

Ubu rero, ramutsa uwuri iruhande yawe.

N'Izina,ryiza cane!

Icizigiro co kw'isi, icizigiro co kw'isi, umunezero wo mw'Ijuru;

N'Izina, ryiza cane!

Icizigiro cokw'isi n'umunezero wo mw'Ijuru.

Mw'Izina ryaYesu, turunama,

Tukagwa kubirenge vyiWe ni mitwe hasi,

Umwami w'abamituzomwambika igitsibo mw'Ijuru…(Rero,

ni We Mana.)

Igihe urugendorwacu ruzoba rurangiye.

N'Izina, n'Izina, ryiza cane! Ryiza cane!

Icizigiro cokw'isi, n'umunezero wo mw'Ijuru;

N'Izina, ryizacane!

Icizigiro cokw'isi n'umunezero wo mw'Ijuru.

201 Ndibazakw'abakozi b'Imana bose bamenyekanye muri kano gatondo, bamenyekanye.

Mu gihe umuntuyasenze indwi yose, yibaza ivyarivyo, abonye ibi Vyanditswe, ibi bihagaze nezana neza imbere yanyu. Paulo yavuz'ati: "Kandi nobona ibara, ntavuzeUbutumwa bwiza." Kw'iherezo ry'urugendo rwiwe, yavuz'ati: "Sinacishije kuruhande kubabwira ivy'Imana yagabiye vyose nk'uko nabihawe."

202 Rimwe na rimwendibagira gukora ibintu, kwerekana, guhezagira abana bato.

Billy yavuze,uyundi musi, umuntu yaraje aravug'ati: "Haraheze imyaka ibiri nza ngaha,guhezagiza umwana wanje."

Billyaravug'ati: "Ntiwiyumvire nabi kur'ivyo. Mfis'umwana, afise umwaka umwe,ntarahezagirwa, nawe. Rero, ndibaza ko nzorindira gusa gushika akure ashoborekwijana wenyene."

Rero mwene Data, mushikanje, turabona, si—si, murabona, jewe…Ikintu kimwe, twategerezwaguhezagiza abana bacu.

Twategerezwakubatiza uwariwe wese. Hariho ikidengeri, ngw'aya amazi. Namba mutarabatizwa,n'igiki kibabuza? Ngw'aya amazi. Nimuze ubunyene. Ntimurindire gushika ku mugoroba;nimuze ubu nyene. Hariho umugabo ahagaze ng'aha, araza kubatiza uwo weseyihanye kandi akatura. Nimba mwarabatijwe nk'incuro cumi na zibiri, barazakukubatiza mw'Izina rya Yesu Kristo kubw'uguharirwa ivyaha. Murabona? Ico turi...

203 Ariko, murabona,Ubutumwa buri ku mutima wanje. Ntegerezwa kubutanga. Iyo ni yo ntumbero yanjegusa, ntitwararitse ivy'umugore wanje avuga, ivy'abana banje bavuga, umwungerewanje avuga, uwanje kanaka avuga. N'Umwami wanje. Ntegerezwa kubutanga. Iyo ni yontumbere yanje gusa.

204 Kandi rero,kenshi na kenshi, ndibagira kuramutsa abavugabutumwa. Ndibaza kumbure… mwenedatawacu, Mwenedata Neville, umugabo w'igiciro. Aba bandi benedata bar'aha,turanezerewe kubakira.

Nimbatudahuza namwe, mwenedata, s'ukwigira abatandukanye. Benshi muri mwebwe muring'aha, mushobora kuba mur'abavugabutumwa b'abanyabutatu. Ntitugombakubashavurira. Turabakunda. Iyaba tutabakunda, iyaba ntavyizera, sinokwigezemva mur'iyi shengero kugeza ngiye ku mavi nkavuga nti: "Mana, nsubiza ku murongo."

Nsishaka iyompwemu yokwishira hejuru no kwikunda kwivangana n'iyanje. Nshaka kw'impwemuyanje iba iyityorowe kandi iyitanduye, urukundo rwa benedata, yera kubwa MpwemuYera. Rero, iyo umuntu kanaka akoze ikintu kitari co kuri jewe, ni vyiza. Kandinaho noba nshoboye kuba nemerewe kubihora, ivyo sindabishaka mu buzima bwanje.Oya, jewe—ngomba kugira urukundo. Ngomba kuba uwiteguye gukosorana urukundo,hamwe n'urukundo, mu bunengesereye rushobora kwishura hariya hakurya.

205 Nsingomvyekwigira uwutandukanye. Metodiste, Batiste, Katolika, Peresipiteriyano, uwo wobauri wese, nsimvuze ibi bintu mu kwigira uwutandukanye, mu kwishira hejuruyanyu. Hamwe nobikora, noba ndi indyarya kandi notegerezwa kuba ndi ng'aha kugicaniro ndiko ndasenga Imana.

Arikondabivuze kubw'urukundo, kandi ndabona aho muriko muraja. Rero, ibi sindabivuzekubwanje,

kandi simvuga ncacisha. Ndabahaye UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Uku n'Ukuri. Kandi ivyo ndabibakundira. Imana ibahezagire.

206 Ubu rero, turiko turaririmba ikindi gitero c'iyi ndirimbo, reka, imbere yo gutaha.Turashaka ko muba ngaha kano kagoroba, nimba mubishobora. Mutabishoboye, Imanaibane namwe gushika aho tuzobonanira. Turasenga gusa ngw'Imana I—Ibahezagirekandi Ibahe ikirushirije kuba ciza mu gihugu caYo, murabona.

NutwareIzina …

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7